https://dspace.org/

# Ukwïmukakw'abantu n'uguhïnduka kw'imico n'imigënzo müntâra kama y'ïmbo ya ruguru : itohoza ryabëreye ku musozi wa Myâve, komine Bukinanyana mü ntâra ya Cibitoke"

**Kayenzi, Delphin; Sous la direction de : Denis BUKURU (PhD)**

**2018**
UB, Faculté des lettres et sciences humaines
https://repository.ub.edu.bi/handle/123456789/1331

Downloaded from a DSpace repository. https://dspace.org/

UNIVERSITE DU BURUNDI

FACULTE DES LETTRES ET SCIENCES HUMAINES

DEPARTEMENT DE LANGUES ET LITTERATURES AFRICAINES


# UKWĬMUKA KW'ÁBĀNTU N'ÚGUHĪNDUKA KW'ÍMICÓ N'ÍMIGĒNZO MŪ NTÂRÁ KĀMÁ Y'ÍMBO YA RÚGURU: itōhōza ryăbēreye ku musózi wa Myâve, Komĭne Bukínanyána mū ntârá ya Cíbitōke"


Par :

**Delphin KAYENZI**


**<u>Sous la direction de</u> :**

Denis BUKURU (PhD)

Mémoire présenté et défendu publiquement en vue de l'obtention du grade de **Licencié en Langues et Littératures Africaines.**

**Option** : **Anthropologie**

**Bujumbura, avril 2018**

**Abó iki gitabu gitũwé**

Iki gitabu tugitũye :

- Abavyêyi bãnje : NTAFATO Paul na MANIRAGEZA Thérèse

-Abo tuvũkana bõse : NTEZIRYAYO Venantie, BARAKAMFITIYE Germaine, NDAYIZEYE Fabien, KANA Révérien, AKIMANA Roger, RUKUNDO Serges.

- Incutí, ababânyi n'ábagēnzi ;

**Ugukēnguruka**

Iki gikorwá kugíra kirāngûrwe twăfashijwe n'ábāntu bĕnshi. Kurí ivyo tubānje gukēngūrukira Kaminûza nkurú y'ígihúgu, abătwīgīshije bĭtānga bátīzíganya mu kudúha ubumenyi bukwīye, akaba arí nabwó twăkorēsheje mukurāngūra iki gikorwá. Umuhētsi wâcu BUKURU Dénis turamukēngurukiye cāne

Ubwā kábiri, twāshāka gukēngurukira abavyêyi bâcu bĕmeye baratubika umukănda, baradúfasha kwîga gushika turāngíze amashŭre, eka baranáduherekeza murí iki gikorwa mukuturōnsa uburyó bwó kukirāngūra. Incutí, ababânyi, hamwé n'ábagēnzi bōse turabakēngurukiye kubóna bâradufáshe mu mugông kuva mū ntâgo y'īki gikorwá gushika tukirăngize.

**Urutŏnde rw'însígūro rw'ámajāmbo nshímikiro**

**Indôndabíhugu** : ni icīgwa cīgá kamere y'igihugu ufatiye kw'isi yaho, ni ukuvúga ivú ryâho n'íbihámera, ingéne imisózi imezé, ibikôkó, inzûzi, imyônga, ibiyāya, ibiyága, akayaga, imvúra, abāntu n'íbibátūnze.

**Abarŭndi b'Imbo** : ni abāntu băje kugerēra imbo bâzananye muyĭndi mihîngo (Intârá, igihúgu,...) máze abasăngwa baca babīta gútryo.

**Ababo**: ni abăbāye Imbo kuva kĕra na rīndi.

**Ikimazi**: ni igiterékerwa c'úmuryāngo, kikaba arí có umuryāngo ugēndako, kikawurīnda urupfū n'amabí yŏse yōshikîra abawúgize.

**Akarānga**: ni ibīntu birāngá umūntu. ivyo na vyó bifatira ku mirimo yîwé ya mîsi yŏse imubĕshejehó n'úkūntu ayikorá.

**Imiziro**: ni ibīntu imiryāngo yagêndereje isānga ntibiyĕrera ica ibigira indahiro kăndi uwo muryāngo utarēnga kó.

**Ibiryăzagu** : ni indyá ziribwa n'ábăbuze umūntu kuva ku mŭsi bamuburá gushika baruvé kó kăndi izo ndyá ziva mu babânyi.

**Imarirano** : ni impŭzu y'ígitêrano itazizé imenyêsha urubí.

**Igiseráma** : kări agasēnge bŭbaka i ruhănde y'îzîko mazé bagatereka kó ibikórēsho vyó mu gikó n'úgukáma.

**Intŏre** : bări abāntu băgwānira umugánwa atêwe n'úwŭndi cânké Umwămi arwâna n'úwŭndi mwămi cânké arwânya abagarariji.

**Abatêzi** : zări intŏre zā NTÁRE Rugămba

**Umuzímu** : ni akāntu gasigára iyó icări gífatanije umūntu kigīyé, katabonéka, kadafadíka, kadatāngîrwa, karusha mberé ububăsha abakíri hó mu cîza nó mu kibí.

**Incâmaké y'ígitabo**

Umusózi wa Myâve ni umwé mu misózi mirōngo itatu igizé komīne Bukínanyána yó mū ntârá ya Cíbitōke. Uri mū ntârá kāmá y' Ímbo. Haba abāntu bǎhagerēreye kuva kěra na rīndi, bītwa *Ababo*. Abǎndi bǎhagerēreye mū nyuma bītwa *Abarǔndi b'Ímbo*.

Kurí uwo musózi wa Myâve haba imiryāngo myǐnshi. Hari *Abahīnda* ari bó bahagwǐriye cǎne kǎndi arí na bó bǎhagerēreye ubwāmbere. Hari n'abǎndi bǎvuye mu Buyěnzi ni nk' *Ábazígāba, Abavúmu, Abahīza, Abaguba* n'ábǎndi. Ábǎndi na bó bǎje báva mu Mugǎmba ni nk' *Abagāranzura, Abaragú, Abahīza* n'abǎndi. Abǎndi bǎvuye mu Rwānda ni *Abasǐnga*. Abǎndi na bó murí Kǒngo nk' *Ábafúrero*. Abǎje ubwānyuma bōse tubīta Abarǔndi b' Ímbo kǎndi bōse bari mu bwôko bw' Ábahutú.

Ku vyěrekeye imicó n'ímigēnzo, Ababo n'Ábarǔndi b'Ímbo bǎri báfise imicó idasá. Nk' ákarorero inyambaro y' Ábabo yári itǎndukānye n'îy'Ábarǔndi b'Ímbo. Aríko nâhó batǎri bahūje imicó n'Ímigēnzo, bǎrūnze ubumwé, barahāna abageni bahava baranywânīsha imicó n'ímigēnzo yâbo, iba imwé. Imvúgo yônyene ni yó yasígaye ibátǎndukānya : Ababo bakavuga ikibo, Abarūndi b' Ímbo na bó bakavuga ikirǔndi cā rúguru.

Mu gusôzēra turabóna ko iki gikorwá kitērékana vyōse. Abǎndi batōhōji bōdukórera mū ngáta bagatōhōza ivyó tutǎshitseko nk' ǐbi: Umuryāngo umwûmwé ukwǎwo, kwǐga imiryāngo yagerēreye Imbo murí rusǎngi, gutōhōza imicó n' ímigēnzo mvāmakūngu yǐnjiranyemwó n' îy' Ábarǔndi murí rusǎngi, gutōhōza amazína y'ímihîngo yōse hamwé n' ímicó n' ímigēnzo y' Ímbo murí rusǎngi.

**Ibirímwó**

Abó iki gitabu gitũwé .......... i
Ugukẽnguruka .......... ii
Urutŏnde rw'însígũro rw'ámajãmbo nshímikiro .......... iii
Incâmaké y'ígitabo .......... iv
Ibirímwó .......... v
INTÂNGAMÁRÃRÁ .......... 1
1. Incâmaké y'ívyătõhõjwe .......... 1
2. Icătumye túgira iri tõhõza .......... 1
3. Insígũro nkîkũro y'ícĭgwa .......... 2
4. Ibibázo nyamúkurú birí murí iki gikorwá .......... 2
5. Ihãngiro .......... 3
6. Uguhwêbũtsa ivyŏrõngõra igikorwá .......... 3
7. Akamaro k'ĭki cĭgwa .......... 3
8. Ibĭzwi kũ ntârá y'ímbo ya rugúru .......... 4
8.1. Indôndabíhugu y'Imbo ya rúguru .......... 4
8.2. Akăhise k'Ímbo ya rúguru .......... 4
8.3. Intârá kãmá y'Ímbo ya rúguru .......... 5
8.3.1. Indôndabíhugu yâyo .......... 5
8.3.2. Imihîngo igizé Intârá kãmá y'Ímbo ya rúguru n'îngéne yagîye irahĩndagura amazína. .... 6
8.3.3. Ibiyága, Inzûzi n'îmyonga vyó mũ Ntârá kãmá y'Imbo ya rúguru .......... 7
8.3.4. Isí y'întârá kãmá yÍmbo ya rúguru .......... 8
8.3.5. Uburimyi n'ûbwôrõzi .......... 9
8.3.6. Imvúra n'ákayaga .......... 9
8.3.7. Ikĩza c'ínzara murí Imbo ya rúguru (±1910, 1916-1917, 1925-1926, 1943-1944, 1961) 10
8.3.8. Ingáruká mbí y'íkĩza c'ínzara .......... 11
9. Ubuhĭnga bw'ítõhõza .......... 11

9.1. Ubwôko bw'ítōhōza ........ 11

9.2. Igihe iki gikorwá gihagázekó n'ímihîngo y'ítōhōza ........ 12

9.2.1. Igihe c'îfátiro ry'ĭritōhōza ........ 12

9.2.2. Imihîngo y'ítōhōza: Intârá kāmá y'ímbo ya rúguru n'úmusózi wa Myâve ........ 12

9.2.3. Inkurú n'úbuhǐnga bwó kuzēgeranya ........ 12

9.2.4. Abătānze inkurú ........ 13

9.2.5. Urutŏnde rw'ábătānze inkurú ........ 14

9.2.6. Ivyăsabwe ku bătānze inkurú ........ 16

9.2.7. Umwîhwēzo w'ínkurú ........ 16

IKIGABÁNE CĀ MBERE: AKARÊRÉ K'ÍTŌHŌZA : UMUTŬMBA WA MYÂVE : IGIHÚGU N'ÁBĀNTU ........ 17

1.1. Indônda bíhugu y'ákarêré k'ítōhōza ........ 17

1.1.1. Imisózi ya rusāsuma ........ 17

Ikáratá ya Kómǐne Bukínanyána ........ 18

1.1.2. Inzûzi n'íbiyága ........ 20

1.2. Isí yó mu Myâve ........ 20

1.3. Abāntu bó ku mutŭmba wa Myâve ........ 20

1.4. Ibibátūnze ........ 21

1.4.1. Uburimyi ........ 21

1.4.1.1. Ibitĕrwa kāmá vyămye bírimwa Imbo ........ 21

1.4.1.2. Ibitĕrwa vyăzanywe n'Ábarŭndi b'Ímbo ........ 22

1.4.1.3. Ibitĕrwa vyăje bíva mu Bugândá ........ 22

1.4.2. Ubwôrōzi ........ 22

1.4.3. Iyĭndi myūga ........ 23

1.5. Imiryāngo yó mu Myâve ........ 24

1.5.1. Ababo ........ 24

1.5.2. Abarŭndi b'Ímbo ........ 24

IKIGABÁNE CĀ KÁBIRI: AMATÊKA Y'ÍMIRYĀNGO YAGÉRĒREYE MU MYÂVE ... 25

2.1. Imiryāngo y'Ábabo ... 25

2.1.1. Amôko yâbo ... 25

2.1.1.1. Abǎhagerēreye ubwā mbere ... 25

2.1.1.2. Abǎhagerēreye ubwānyuma bávūye mu yǐndi mihîngo y'Ímbo ... 25

2.1.1.3. Ingéne bǎbākīriye ... 25

2.2. Imiryāngo y'Ábarǔndi b'Ímbo ... 26

2.2.1. Amôko yâbo ... 26

2.3. Ukwîmuka nó kugerēra kw'ábarǔndi b'Ímbo ... 26

2.3.1. Abǎhīmukiye imbere y'ábǎndi (1966-1975) ... 26

2.3.2. Abǎhagerēreye mū nyuma (1979-2007) ... 27

2.3.3. Imvo zǎtumye bîmuka ... 27

2.3.4. Iyó bǎvūye abāmbere ... 27

2.3.5. Ingéne bǎhāje ... 28

2.3.6. Ingéne bǎhagēnda ... 28

2.3.7. Ingéne abasǎngwa bǎbākīriye ... 28

2.3.8. Ingéne bǎrōnse amatōngo ... 28

IKIGABÁNE CĀ GÁTATU: UKUGERERANYA IMICÓ N'ÍMIGĒNZO KĀMÁ Y'ÁBABO N'ÁBARǓNDI B'ÍMBO ... 29

3.1. Imiziro ... 29

3.2. Ibimazi ... 30

3.3. Guhâna abageni ... 31

3.4. Ibibǎnza vyūbáhwa ... 31

3.5. Inyambaro ... 32

3.6. Uguhárika ... 34

3.7. Ukwǐta amazína ... 34

3.8. Umugēnzo wó kwōtsa ... 35

3.9. Kunyínyuza arí kwó gusátuza amênyo ..... 36

3.10. Imyūga ibatŭnze ..... 36

3.10.1. Uburimyi ..... 36

3.10.1.1. Ivyó barimá ..... 36

3.10.1.2. Ubuhǐnga bwó kurima ..... 37

3.10.1.3. Ingéne bărya ivyó bărimye ..... 37

3.10.2. Ubwôrōzi ..... 38

3.10.3. Uburóvyi ..... 38

3.10.4. Uruhǐgi ..... 39

3.10.5. Gutûngānya ahó babá ..... 40

3.11. Kumara imănza ..... 41

3.11.1. Imănza zērékeye kuvûka ..... 41

3.11.1.1. Ukwāramira umuvyêyi nó kumusohora ..... 41

3.11.1.1.a. Kwāramira nó gusohora uwavyâye umwé ..... 41

3.11.1.1.b. Kwāramira nó gusohora uwavyâye amahása ..... 42

3.11.2. Imănza zērékeye gushīnga umuryāngo ..... 43

3.11.2.1. Ukurésha ..... 43

3.11.2.2. Gusaba umugeni ..... 44

3.11.2.3. Kujāna umugeni ..... 45

3.11.2.4. Kwûbakira ..... 46

3.11.2.5. Gusohora abageni ngo bagēndé gukóra ..... 47

3.11.2.6. Gushírira inkóno ku zîko abageni ..... 47

3.11.2.7. Kugera uruhīmbi ..... 48

3.11.3. Imănza zērékeye urupfú ..... 49

3.11.3.1. Gusândāba ..... 49

3.11.3.2. Kunywá amatá ..... 50

3.11.3.3. Ukumarira ..... 51

IKIGABÁNE CĀ KÁNE: INGÉNE ABABO BŬNZE UBUMWÉ BŌNGERA BAHĀNA UBUCUTÍ N'ÁBARŬNDI B'ÍMBO ........ 53
4.1. Muguhâna abageni ........ 53
4.2. Muguhâna imigēnzo ........ 53
4.2.1. Inyambaro ........ 54
4.2.2. Guhâna Imbúto ........ 54
4.2.3. Ubuhĭnga bwó gutégūra ibifūngurwa nó kubifūngura ........ 55
4.2.4. Gufuba umūntu ........ 55
4.2.5. Ibikórēsho vyó kugemura ........ 55
4.2.6. Uguhárika ........ 56
4.2.7. Ubuhĭnga bwó kurima ........ 56
4.2.8. Ubuhĭnga bwó kwûbaka inzu ........ 56
4.2.9. Ubuhĭnga bwó kuvūra ........ 57
4.2.10. Ukwĭta amazína ........ 57
4.2.11. Kujāna umugeni ........ 57
4.3. Imigēnzo batăhānye ........ 58
4.3.1. Abarŭndi b'Ímbo ........ 58
4.3.2. Ababo ........ 58
4.4. Ugusāngira imicó n'ímigēnzo birūnga ubumwé bw'Ábabo n'Ábarŭndi b'Ímbo ........ 59
UGUSÔZĒRA ........ 61
IBITABU VYĂDUFASHIJE MU GUTÛNGĀNYA IKI GIKORWÁ ........ 63
1. Kazīndūzi n'íbitabu vy'índīmbūro ........ 63
2. Ibitabu vy'úbumenyi rúsăngi ........ 63
3. Ibitabu vyērékeye uburŭndi n'íbihúgu vyó mu karêré k'íbiyága biníni ........ 63
4. Ibitabu vy'úmutsîndo ........ 63
IBĬNDI ........ 63
Ibinyámakurú ........ 63

INYÓNGERÁ ..... 64

I. IBITÍ NDÔNDAMVYÂRO ..... 64

A. Ibití ndôndamvyâro vy'Ábabo bǎhagerēreye ubwāmbere ..... 64

B.Ibití ndondamvyâro vy'Ábabo bǎvūye ahǎndi ..... 69

C.Ibití vy'Ábarǔndi b'Ímbo bǎhagerēreye ubwāmbere (1966 – 1975) ..... 72

IBIBÁZO VY'ÍTŌHŌZA ..... 76

A. Ukwǐdōndōra ..... 76

B.Ibibázo bwīté ..... 76

C.Ibibázo bifashá gutândukānya Ababon'Ábarǔndi b'Ímbo ..... 77

# INTÂNGAMÁRĀRÁ

## 1. Incâmaké y'ívyǎtōhōjwe

Igikorwá tugiré tubashikírize cērekeye « **UKWǏMUKA KW'ÁBĀNTU N'ÚGUHĪNDUKA KW'ÍMICÓ N'ÍMIGĒNZO MŪ NTÂRÁ KĀMÁ Y'ÍMBO YA RÚGURU**: itōhōza ryǎbēreye ku musozi wa MYÂVE, Komǐne BUKÍNANYÁNA mū ntârá ya CÍBITŌKE. »

Murí iki gikorwá twǐze abāntu babá ku mutǔmba wa MYÂVE murí Komǐne BUKÍNANYÁNA Intârá ya CÍBITŌKE yó mū ntârá kāmá y'Ímbo ya rúguru. Uwo mutǔmba twǎwuhisemwó mu yǐndi mitǔmba kugíra urōngôre iki gikorwa cērékeye igerēra ry'ábāntu murí iyo ntârá kāmá y'Úburǔndi. Bitāyekó ako karêré gasānzwe kágerērēwemwó n'ímiryāngo myǐnshi yazánánye mū ntârá z'ímihîngo itāndúkānye y' Úburǔndi nka KAYĀNZA, NGŌZI, MURĀMVYA, eka tutībágiye hǎkurya y' Úburǔndi mu bihúgu duhānā imbíbe nk'Úrwānda na Repuburika iharánira intwâro rúsāngi ya Kǒngo.Murí iki gikorwá twǐze imigwi ibiri y' Ábarǔndi murí rusǎngi: Hari Ababo aríbó basǎngwa, Abarǔndi b'Imbo nabó ni uwǔndi mugwi w' ábāntu ugizwé n'ábǎje kubá Imbo bávūye mu zǐndi ntârá kāmá cānecâne mu Buyěnzi nó mu Mugǎmba. Twǎrīze kǎndi turatōhōza amôko n'ímiryāngo y'ábāntu bagizé iyi migwi ukó arí ibiri, iyó bǎkomōtse, igihe bǎhāziye n'îngéne bǎhagerēreye. Ntitwǐbagiye imicó n'ímigēnzo kāmá y'Ábarǔndi b'Imbo n'Ababo. Ubumwé n' úbucuti hagatí y'Ábarǔndi b'Imbo n'Ábabo bwǎrībonekeje bívānye n'ûkóAbarǔndi b'Ímbocânké Ababo böse bǎgerageje kuyíhānahāna mazé barashóbora kubá umwé. Aríko nâhó bǎgerageje guhâna imicó n'ímigēnzo, haracîbonekeza imicó n'ímigēnzo yǐhárijwe na bárya cânké bárǐya ni ukuvúga Abarǔndi b'Imbo cânké Ababo. ivyo vyǎcīye bídutuma gukóra amatōhōza máze turamenya imicó n' ímigēnzo Abarǔndi b'Ímbobǐsigarije có kimwé n'Ábabo. ivyo vyöse tudōndáguye niwó mushîngé w'ígikorwá câcu.

## 2. Icǎtumye túgira iri tōhōza

Mu bihe vyā nône bívānye n'úkūntu ikizǔngu cǎdushwāyemwó, urwāruka n'ábakúze ntibacītaho kumenya amâmūko yâbo. Kutámenyá iyó wāmûka bisigūra kó utabá uzí ahó urí n'îyó wīmírije kuja. Imiryāngo yâbo yarībagiwe, bisigūra kó umwâna ashobóra kuvûka, agakúra, akûbaka urwîwé eka agasâza atâzí sěkuru na sěkuruza bîwé. ivyo bitēra umwâna kutámenya imicó n'ímigēnzo y'úmuryāngo wîwé. Iruhānde y'ǐvyo indími mvâmahǎnga zǎratwâye cāne urwāruka eka mberé rwǎrībagiye kuvúga ikirǔndi.

Murí maké akarānga k'ábazŭngu gasigaye kîrukirwa gŏse kurusha akarānga k'Ábarŭndi murí rusăngi. Izo mvo zŏse duhejéje kudôndagura ni zó zădutumye dútōhoza, uwuzôsoma iki gikorwá atahûre yōngére aboné inyungú irí mu kumenya akăhise k'úmuryāngo wîwé gushika igihe cŏse azôbá akíbahó. Iki gikorwá kândi kizōfasha abakúze kumenyēsha urwāruka ivyărānze bā sêkuru na bā sêkuruza bâbo máze narwó rushobóre kubíbūngabūnga gushika ku bó narwó ruzîbaruka.

### 3. Insígūro nkîkūro y'ícĭgwa

Nk'ûkó tubĭzi, umūntu aravûka kândi agakúra. Birashika rēró umūntu ahó avūkíye ntăhakurire cânké ahó akuríye ntăbe arí hó yavûkiye. ivyo bitērwa n'úkūntu abāntu bagumá bîmuka báva aha bája háriya, bakagēnda kugerēra mu bŭndi burêré. ivyo birîbonekeza nó mu Burŭndi ahóabāntu bīmuka bakaja kugerēra aha cânké háriya. Nk'ûkó twăvyīze mu cĭgwa c'înd ôndabíhugu y'Úburŭndi, inzara, indwāno, ubutégetsi bw'ígikenyé, igwīrirana ry'ábāntu hamwé n' úkwăga kw'ámatōngo ni zimwé mūmvo zitumá abāntu bîmuka bakaja kugerēra ahăndi. Kurí ivyo umutāma [1]BAPFUBUSÁ avuga ati: « Ukugerēra vyămye bíri mu bīntu abarŭndi murí rusăngi băkora. Jēwé navûkiye mu Rwānda turavayó tuja i Ngōzi, nôné rāba ubu ndi mu Cíbitōke nihó nsāzíye ndaharōnkera abŭzukuru n'ábŭzukuruza ». Yarôngeye ati: « Inzara yarí mu karêré kā Nshīri ni yó yatúmye túvayó duhūngira i Ngōzi.»[2]

Murí iki gikorwá harimwó ibīntu vyĭnshi bizôfásha umusomyi kumenya kăhise k'úmuryāngo wîwé, amatêka yâwo n'ây'îyĭndi miryāngo. ivyo amáze kubimenya azōgira icó afashíje mu gutânga ivyōtuma akarānga k'Íkirŭndi kátabāndânya kîbagirwa. Vyôngeye azōba uwāmbere ahakana ibikorwá vy'ăba cânké báriya batīsūnze cânké batākurikije imicó ndānga karānga y' Úburŭndi. ivyo vyŏse mpejéje kuvúga bizōba umushîngé w'îki cĭgwa.

### 4. Ibibázo nyamúkurú birí murí iki gikorwá

Murí iki gikorwá ibibázo vy'îshímikiro ni ibi bikuríkira:

1. Ku mutŭmba wa MYÂVE Abarŭndi b'Ímbo n'Ábabo baratândukānye? Ni igikí kibatăndukānya?
2. Abarŭndi b'Ímbo n'Ábabo băgerēreye ku mutŭmba wa Myâve ryârí? Băje gúte? Băzanywe n'îkí? Bahabāye gúte?
3. Imiryāngo y'Ábabo ni iyîhe? Imiryāngo y'Abarŭndi b'Ímbo ni iyîhe?

---

[1] BAPFUBUSÁ, Rugŏti, igenekerezo ryā 2/10/2017
[2] BAPFUBUSÁ, Rugŏti, igenekerezo ryā 2/10/2017

4. Ababo n'Ábarŭndi b'Ímbo băkomōtse hé?

**5. Ihāngiro**

Ikīntu icó arí có cöse umūntu agikora afise intūmbēro. Kubijânye n'ĭki gikorwá câcu intūmbēro nyamúkuru ni iyó kumenya amatêka, akarānga k'Ábabo n'Ábarŭndi b'Ímbo twîsūnze ivyăbarānze murí kăhise kâbo bōse. ivyo navyó dufatira kw'īmenyēkana ry'âmôko y'ĭyo migwi ibiri tútībágiye n'ímiryāngo yâyo.

**6. Uguhwêbūtsa ivyŏrōngōra igikorwá**

Nk'ûkó twābibōnye mū nsígūro nkîkūro y'ícĭgwa, Abarŭndi murí rusāngi ntibăguma hamwé bărīmuka bakaja kugerēra ahăndi kăndi n'ímvo zăbitēra twāzibônye.Imbere yó kubāndānya vyōba vyīza túbānje kugira icó tuvuzé ku kūntu igerēra ribá. Hari abĭmuka mu gihúgu bakaja mu kĭndi ahó babá bâgēnze urugēndo rurērure cāne kăndi kênshi na kênshi ntibabá bîmutse mu burwânêza. Abavá mu gihúgu hagatí bakaja mu bisagára na bó kĕnshi baba bárōndera ubuzima. Murí maké hari abavá mu gihúgu bája mu kĭndi, intârá bája muyĭndi, ikómĭne mu yĭndi, umusózi ku wŭndi eka n'ágacīmbiri ku kăndi.Aríko igerēra rigira icó rihīndúra ku wugérēreye ni rírya rikorwá uvá mu burêré bwā kure ujá mu bŭndi kubêra imicó n'ímigēnzo yâhó uvūyé usāngá itândukānye n'îy'âhó ugīyé.Dúfatiye rēró ku karêré k'ítōhōza ry'ĭki gikorwá turâzi abahába.Hari abăje báva i Ngōzi, Kayānza, Murāmvya eka n'ábăndi băvūye mu gihúgu kibânyi c'Úrwānda.Nōné Ababo bó mu Myâve bōba arího bămye?Băvūye hé?Ababo n'Ábarŭndi b'Ímbo băhagerēreye gúte? Ni uwûhé muryāngo w'Ábarŭndi b'Ímbo cânké w'Ábabo waháshitse ubwāmbere? Imicó n'ímigēnzo y'Ábabo n'Ábarŭndi b'Ímbo itāndukaniye kukí?Ubumwé n'úbucutí Ababo n'Ábarŭndi b'Ímbo băvyūnze bîshimikije iyîhé micó n'ímigēnzo?

Ivyo bibázo vyöse ni vyó twăgerageje kurōnderera inyishú kugíra dutōré vy'úkurí indāngūrakīntu y'Ábabo n'Ábarŭndi b'Ímbo.

**7. Akamaro k'ĭki cĭgwa**

Igikorwá icó arí có cöse wîyumvīriye kukirāngūra uba ubóna kó gifisé akamaro kurí wewé nó ku băndi bívānye n'íntūmbēro wagihăye.Iki gikorwá tugiré tubashikírize kizōfasha umusomyi gutāhūra icó arí có Umubo n'Úmurŭndi w'Ímbo.Bísubīriye uwuzôsóma iki gikorwá azōrōndera kwîtāhūra wé nyéne amenyé uwó arí wé, iyó yavûye, umuryāngo wîwé eka n'ímicó n'ímigēnzo yîwé.Iki gikorwá kizōtērēra umugānda mu gutêza imbere icĭgwa cītáho kumenya abāntu n'ákăhise kâbo.

## 8. Ibǐzwi kū ntârá y'ímbo ya rugúru

### 8.1. Indôndabíhugu y'Imbo ya rúguru

Imbo ya rúguru ni kamwé mu burêré bugizé Intârá kāmá y'Ímbo murí rusǎngi. Nk'ûkó duhavá túbibona mū ndôndabíhugu y'iyó ntârá kāmá y'Ímbo murí rusǎngi, Imbo ya rúguru isānzwe ifíse ibiyírānga bisá ijana kw'ījana n'íbirânga iyo ntârá kāmá y'Ímbo murí rusǎngi.

### 8.2. Akǎhise k'Ímbo ya rúguru

Imbere y'íkīnjana cā cúmi n'úmunǎni aha twītá Imbo ntihǎvugwa. Hītwa mu Bushí.Ubushí bwǎgīye guhīnduka bwītwa Imbo mūmpéra y'íkīnjana cā cúmi n'úmunǎni mugihe umwǎmi Ntáre RUGǍMBA yaríko arwâna intāmbara mū ntūmbēro yó kwâgura Uburǔndi kǎndi yêrekana imbíbe.Amatōhōza twǎkoze yǔngāniwe n'îvyó twǎsomye mu gitabu cā Emile MWŌROHA[3] aratwêreka nêzá iyó Imbo ya rúguru yǎmūtse. Icó twōmenyá ni ukó imbibéz' Úburǔndi mu kīnjana cā cúmi n'úmunǎni idasá na gáto n'îyó mu kīnjana cā cúmi n'ícěnda. Izo mbibézaráhîndaguritse bívānye n'ûkó ingoma zǎguma zítērana, bikīyongēra k'ukūntu izo mbibézǎri zígizwe n'ímyāba hamwé n'úburêré butabámwo abāntu. Igenwa ry'îmbibé ntiryǎri rítegūwe nêzá kubêra ingoma irámutse itêye iyǐndi vyǎrayǒrohera kwîgarurira iyo myāba cânké ubwo burêré bugarágara gútyo ingoma ikaba itâkaje imbíbe.Ni vyó vyǎbāye igihe umwǎmi Ntáre RUGǍMBA yatângura kugaba ibitêro kūngoma zǎhāna urubíbe n'Úburǔndi bw'īco gihe arôndera kubwâgura kǎndi yêrekana imirōngo igabúra Uburǔndi n'īzo ngoma zîndi.Turâzi kó yīgaruriye uburêré bwǐnshi bwēgêreye Uburǔndi kǎndi mū mpǎnde zōse z'ígihúgu. Akarêré katurǎje ishînga kari mu burêngero bw'Úburǔndi arí kó Imbo ya rúguru. Ubǔndi burêré yīgaruriye ni UBUGÚFI, UBWÊRU, UBUYOGOMA hamwé n'ÚBUVÚGARIMWÉ arí yó Buragáne y'ǔbu. Ntitwōshobora kuvúga ukūntu intāmbara yagênze ku karêré akárikó kōse arikó akarêre twītāyehó cāne ni Imbo ya rúguru aríkó iki gikorwá gishimíkiyekó. Muti vyǎgēnze gúte?

Mūmpéra y'íkīnjana cā cúmi na gátāndátu ikiyāya c'ímbo ya rúguru n'ímisózi yōse igihanámiye n'ágacé k'úburásirazûba k'íkiyága kivú hǎba imiryāngo y'Ábashí, Abahavú n'Ábafúrēro. Iyo miryāngo Abanyarwānda barayîyítīrira abǎndi bakayītīrira Abazayirwa.Abanyarwānda bǎvúga ukurí kubêra iyo miryāngo y'Ábazayirwa yarí ifíse imicó n'ímigēnzo isá cāne n'îy'Ábanyarwānda.Ukwo kwîyitīrira iyo miryāngo kwǎtumye habá imishâmirano hagatí y'Ábanyarwānda n'Ábazayirwa.

---

[3]MWOROHA. E., Histoire du BURUNDI : Des Origines à la fin du 19ème Siècle, p.4

Mu kĩnjana cā cúmi n'índwi umwǎmi w'Úbushí yĭtwa Nsĩmbura NYĒMBÚGA yarátēye Urwānda máze arĩgarurira agacé kā Busŏzo na Kinyaga mu burêngero bw'Úrwānda. Ntivyǎtevye umwǎmi Rugǎnzu NDÔRI w'Úrwānda arĩma máze aca atāngura kugaba ibitêro vyó kwĩhōra Abashí kǎndi ngo agarúze uburêré bĭgaruriye aríko bimuta k'uw'âmâzi. Abashí bǎhavūye bátākaza inguvú kubêra bǎcīye bîcamwó kubiri: imiryāngo y'Ábahavú n'Ábasibūra iba iravûtse. Abahavú bǎcīye bîyonkōra ku basibūra ngo ni Abarŭndi kǎndi ngo imicó n'ímigēnzo yâbo isa n'îy'Ábarŭndi. Murí ico gihe umwǎmi Ntáre RUGǍMBA w'Úburŭndi yaríko arwâna agérageza kwâgura nó kugena imbíbe z'Úburŭndi. Azánanye i Ndora arí kumwé n'ingabozîwé (Abatêzi), Ntáre RUGǍMBA yarágavye igitêro ku banyarwānda bǎri bârĩgaruriye akarêré k'í Mabâyi arabîrukana eka atērakó abanyaga inká zōse bǎri báhatūngiye. Ako karêré k'í Mabâyi kǎri kágizwe n'úburêré bwĭnshi nka Murwi, Mugina, Muhûnga, Rutabo, Butāhana, Nyamákarabo n'úbŭndi ubu butakivugwa kubêra bwǎhĩnduye amazína. Ntiyagárukiye aho yarábāndānije aragera mu kiyāya c'Ímbo aca aradūga gushika ku Ruhwá (urûzi rugabúra Uburŭndi n'Úrwānda). Aho mu kiyāya c'Ímbo mu karêré kā Rugŏmbo Ntáre yafátanije urugǎmba n'úmutwǎre yĭtwa RUKARA wó mu muryāngo w'Ábabíbe yarí akómeye cāne. Ku ruhǎnde rw'í Bubānza hôhó ntā kiníni twōhavugákó kubêra umwǎmi yarí asânzwe aháfise ivyĭbare. Aho twōvuga nk'ícĭbare c'í Buvyûko akarêré kó murí Zína gahanámiye umusózi wa Kagunûzi wa zône Ndǎva murí komĭne BUGǍNDA mū ntârá ya CÍBITŌKE. Twōbamenyēsha kó Ntáre RUGǍMBA amáze kwîgarurira ako karêré kŏse ntikǎsubĭye kwîtwa Bushí kǎcīye kîtwa IMBO. Aho hŏse Ntáre RUGǍMBA yacîye ahákwĩragiza imiryāngo y'ábahutú n'ábatūtsi yamúyobōka. Hǎri umuryāngo w'Ábanyákaráma bǎri bárōngōwe na NTORÓRWE, Abatsĭndagire bǎri bárōngōwe na NDIRARIHA. Umuryāngo w'Ábatsĭndagire warabá kǎndi mū ntârá ya Bubānza ku musózi Buvyûko ahǎri hásānzwe icĭbare cā Ntáre RUGǍMBA. Abadaha nabó bǎri bárōngōwe n' úmutwǎre RUSĀVYA umwé mu batwǎre b'Ímbo bǎkĩriye abazŭngu mū mpéra y'íkĩnjana cā cúmi n'ícĕnda igihe bǎshika kugitûro c'í Bujūmbura

## 8.3. Intârá kāmá y'Ímbo ya rúguru

### 8.3.1. Indôndabíhugu yâyo

Intârá kāmá y'Ímbo ya rúguru ni akarêré kagizwé n'íbiyāya n'ímisózi. Iyo ntârá tuyisānga mumajá rugúru hashĩrá uburêngero bw'Úburŭndi. Iyo ntârá ihāna urubíbe n'ígihúgu c'Úrwānda mugicé cā rúguru. Mu burêngero hari urûzi Rusĭzi rúgabura Uburŭndi na Repubirika iharánira intwâro rúsǎngi ya Kŏngo. Mu bumanuko hari ikiyága Tānganika, mu buseruko hari urukuríkirane rw'ímisózi yó mu Mirwa yêgukira agacé katarí gató k'Ímbo yó mu misózi.

Akarêré k'Ímbo ya rúguru kagizwe n'întârá zibiri: CÍBITŌKE na BUBĀNZA. Izo ntârá ukó arí zibiri zirafíse ibicé vyâzo birí mu kiyāya. Komǐne Rugŏmbo na Bugănda zöse zó mu Cíbitōke ziri mu kiyāya. BUKÍNANYÁNA, MURWI, MABÂYI na MUGINA zöse ziri mu misózi. Komǐne MPĀNDA, GIHÂNGA n'ígicé git ôyá cā Komǐne BUBĀNZA zōse zó mū ntârá ya BUBĀNZA zöse ziri mu kiyāya. Komǐne RUGAZÍ na MUSIGÂTI nazó ziri mu misózi. Igicé gitôya cā Bujūmbura yó mu misózi kigizwé na Komǐne MUTĪMBUZI nacó nyéne kiri mu karêre k'Ímbo ya rúguru. Iyo ntârá y'Ímbo ya rúguru irimwó inzûzi nyǐnshi cāne zifisé amasôko mu misózi ihanámiye ikiyāya c'Ímbo.Hari n'îmyônga myǐnshi mu karêré kó mu misózi.ivyo turabíbona hēpfó gatôya.

**8.3.2. Imihîngo igizé Intârá kāmá y'Ímbo ya rúguru n'îngéne yagîye irahīndagura amazína.**

Nk'ûkó duhejéje kubíbona, akêreré k'Ímbo ya rúguru kagizwe n'întârá zā CÍBITŌKE na BUBĀNZA hamwé n'ágacé gatôya ka Bujūmbura yó mu misózi. Aríko imbere y'ûkó Uburǔndi bwīkúkira izo ntârá ukūntu zări zîngana n'úkūntu zări zîtūngānijwe sikó ubu zimezé. Ihīndagurika ry'îmbíbe ryăvāna na politǐke y'úwurikó aratwâra.Imbere y'ûkó Uburǔndi bwīkûkira izi ntârá dufisé ubu ntizări zímeze ukó zări kěra. Wasânga uburêré buzigizé ubu bwătwārwa ahăndi. Icogihe hăvugwa "Amateritwâri n'ámadisirigite" yatwârwa n'ábazǔngu băbīta abaguverinêri.Abo bazǔngu băba báfise Abatwăre băbafasha gutwâra, bakabaserukira mu ducé twöse tw'ígihúgu. Ubucé bw'Ímbo ya rugúru bwătuma ihîndura imbíbe ni ubucé bwā Ndora na Masāngo. Muti kubêra ikí?

Ndora na Masāngo bwăbānje gutwârwa murí teritwâri y'í Ngōzi. ivyo vyăvāna n'úkūntu umugánwa BARĂNYANKA yatwâra iyo teritwâri y'í Ngōzi yashíkana murí ubu bucé ukó arí bubiri ubona kó busānzwé búfatanye na Kayānza nayó nyéne yahóra yêgukira teritwâri y'í Ngōzi.

Uburǔndi búmaze kwîkūkira, ubucé bwā Ndora na Masāngo bwăcīye bwêgukira CÍBITŌKE. Cíbitōke nayó yarí arōndisema ya teritwâri y'í Bubānza.

Mu mwâka w'1982, amateritwâri yacîye afútwa haca havūka Intârá zīgênga zāhorá arí amarōndisema.ivyo birí mw'"ītégeko ryó kuwa 24 Nyakănga 1982 rifutá amarōndisema"[4].

---

[4]J.BIDOU, S., NDAYÎRUKIYE, J.P. NDAYÎRUKIYE, P. SIRVEN, *La géographie du Burundi*, Paris, Hatier, Octobre 1991, p. 9

Intârá zā CÍBITŌKE na BUBĀNZA ziba ziravûtse. Ubucé bw'í Ndora na Masāngo bwāhorá bútuma ako karêré k'Ímbo ya rugúru imbíbe zâko zíhīndagurika buba bwēgukiye burūndú intârá ya Cíbitōke. Ibǐndi bicé vyā Cíbitōke ntivyǎri bítēye ingǒrane kíretse kó wasânga ubucé bugizé Komǐne zūbu ico gihe nabwó nyéne wasânga búzīngānirijwe mugacé kamwé kǎndi bugatwārwa n'úmugánwa umwé.

Uburêré bwā Bukínanyána, Mugina na Mabâyi bwǎtwārwa n'úmugánwa NGĒNDAHǍYO, umuhǔngu wa MATŪMBA yarí umugánwa yatwâra uburêré bwā Rugǒmbo, Nyamitānga, Ndǎva, Kagunûzi, Gasěnyi na Murwi.

Ku ruhǎnde rw'întârá ya Bubānza uburêré bwā Musigâti, Rugazí hamwé n'ígicé cā Mutīmbuzi yó murí Bujūmbura yó mu misózi hǎtwārwa n'úmugánwa BĀNKAMWǍBO.

Murí maké ihīndagurika ry'îmbíbe ry'întârá kāmá y'ímbo ya rúguru ryǎri ríhagaze ku kūntu ubucé bwā Ndora na Masāngo bwǎtwāwe mu matērítwâri měnshi, hamwé búhavūye bukaja gutwârwa ahǎndi, gútryo intârá kāmá y'Ímbo ya rúguru ikaguma ihîndagura imbíbe. Ikǐndi cǎtumye imbíbe z'úburêré zíhīnduka ni ifutwa ry'ámatērítwâri mazé havūka intârá. ivyo navyó vyǎtumye uburêré búhīndura imbíbe.

**8.3.3. Ibiyága, Inzûzi n'îmyonga vyó mū Ntârá kāmá y'Imbo ya rúguru**

Intârá kāmá y' Ímbo ya rúguru irafíse ikiyāya kiníni gōse arí có bītá ikiyāya c'ûrûzi Rusǐzi.Ico kiyāya kiva rugúru ku rûzi Ruhwá mazé kikajāna inkorokoro y'ûrûzi Rusǐzi kigatāngwa n'íkiyága Tānganika mu majá epfó. Ufátiye ku burǐnganire bwā Tānganika ico kiyáya gifise ukudūga kwā mêtéro 744. Ico kiyáya nicó kirímwó ikiyága Tānganika. Iruhǎnde y'íkiyága Tānganika hari n'ákǎndi kayága gatôya karí mū Ntârá ya Cíbitōke murí Komǐne Rugǒmbo nakó si akǎndi ni Dogōdógo. Hari n'ákǎndi kayága kītwá Kibēnga karí kw'ībarabara Mpānda-Cíbitōke.

Kuvyěrekeye inzûzi intârá kāmá y'Ímbo ya rúguru ifise inzûzi nyǐnshi cāne.Izo nzûzi zifise amasôko mw'īshāmba cīmezá ryā Kibira zikamanuka zigatâmbuka ikiyāya c'Ímbo imbere y'ûkó zīsúka murí Rusǐzi cânké mu kiyága Tānganika. Kubêra hárimwó imigezi yīsúka mū nzûzi níni cāne iyo migezi ntitwǎyidōndaguye, twǎfashe izo nzûzi ziníni cāne. Iyo migezi niyó itumá amâzi y'īzo nzûzi agwîra.Izo nzûzi zīzanana mu burêré buhanámye cāne bigatuma zígira umuvúduko muníni.Mu gihe c'îmvúra zirûzura cāne zikanátēra amasǎngānya.

Igisáta kijējwé ivyíbirêré, inzûzi (IGEBU)[5] kiradúha urutŏnde rw'înzûzi zirí mū ntârá y'Ímbo ya rúguru n'úburēbure zīrúka imbere y'ûkó zīsúka murí Rusĭzi cânké Tānganika cânké ahó ziheréra. Ruhwá (ibicé mirōngo itāndátu na bíne biri mu Rwānda), Kagunûzi km 210,4, Mpānda km 275, Nyamagana km112,8, Muhíra km117,5, Ntahāngwá km77, Kajêke km 83,5, Nyakagūnda km 88,7, Mutīmbuzi km112.

Urûzi Ruhwá, Kabúrăntwa, Mpānda na Kagunûzi zifise izĭndi nzûzi ntôntó zizĭsukamwó tútībágiye n'ímigezi itumá amâzi y'ĭzo nzûzi yîyongēra. Urûzi Rusĭzi nirwó rwākîra izo nzûzi zŏse, narwó rugahéza rukīsuka mukiyága Tānganika. Mutīmbuzi na Ntahāngwá zīsuka ubutárāríye mu kiyága Tānganika. Urûzi Kajêké ntirwīsúka murí Rusĭzi, amâzi yârwo akamānganira mu myônga.

Iruhānde y'ĭzo nzûzi, hari izĭndi nzûzi z4ūká mu rushâná mucí zigaca zíkama. Tuzisānga mu kiyāya kăndi ntānahámwe zīsúka. Izo nzûzi ni: Kigóbogóbo, Nkuri, Gatŭnguru na Rugoma.

**Ikigára**

| **Ibiyága** | **Inzûzi zitīgéra zíkama** | **Inzûzi zibonéka mu rushâná zigakama mu cí** |
|---|---|---|
| Tānganika<br>Rwēgura<br>Dogōdógo<br>Kibēnga | Ruhwá<br>Kagunûzi<br>Kabúrăntwa<br>Mpānda<br>Nyamagana<br>Muhíra<br>Ntahāngwá<br>Kajêke<br>Nyakagūnda<br>Mutīmbuzi | Kigóbogóbo<br>Nkuri<br>Gatŭnguru<br>Rugoma |

**8.3.4. Isí y'întârá kāmá yÍmbo ya rúguru**

Isí y'întârá kāmá y'Ímbo ya rúguru iratândukānye. Mu misózi hari ivú ry'ínōmbe, ivú ry'íkimata n'úrucekéri, mu kiyāya hari ivú risēséka kăndi rivānzé n'úmusēnyi hamwé n'útubuye dutôdutó. Mubijânye n'ágataka Imbo ya rúguru irimwó izahăbu, kasiterĭte, korota n'íshwagara cānecâne mu makomĭne ya Mabâyi na Bukínanyána ahó murí iyi mĭsi Lēta yashînze amashírahámwe yókwīmba ubwo butáre. Mu kiyāya c'Ímbo harîbonekeza

[5] GAKURA Jeanne d'Arc, *Contribution à l'Etude Hydrologique de l'Imbo-Nord*, FLSH, Géographie p. 27.

igitūmba.Isí yēgéreye Rusǐzi usānga irímwó umûnyu mwǐnshi kubêra ivú ribá rívānze n'ǐco gitūmba.

### 8.3.5. Uburimyi n'ûbwôrōzi

Mū ntârá kāmá y'Ímbo ya rúguru bararima kǎndi bakôrōra.Bararima ibitěrwa vy'ûbwôko bwöse. Imbo yó mu misózi bararima cāne ibitěrwa mbûmbarúgo: amateke, ibijūmbu, ibitōke, ibihǒnge, imyūmbati. Bararima n'íbitěrwa vy'íntete: ibigôri, ibiharage, isoyá, ubwīshaza.Imbo yó mu kiyāya nahó nyéne bararima ibitěrwa mbûmbarúgo có kimwé n'íbitěrwa vy'íntete.Igitěrwa c'úmuceri kirarimwa cāne gōse.

Amateke ntakirimwa kubêra ingwâra yayátēye. Ibitōke navyó nyéne vyǎratêwe n'îngwâra mazé bituma umwǐmbu wâvyo ugábanuka cāne kubêra Imbo yó mu misózi igitōke cāri gítūnze abāntu běnshi kǎndi nicó cābafashá kurusha ibǐndi bitěrwa vyöse. Kubijânye n'ûbwôrōzi murí Imbo ya rúguru ubwôrōzi ntibusheméye gōse. Bōrōra ibitǔngwa bitôbitó nk'ímpené, ingurube, inkwâvu, inkokó, imbeba z'íkizǔngu. Inká ntibazǒrōra cāne, uwurámutse ayôrōye yōrōra impfīzi ikúze igaca ibâgwa. Ntāmvyêyi bōrôra bisigūra kó amatá atabóneka. Imbo yó mu kiyāya bōrōra vyöse: inká, impené, ingurube, inkokó, inkwâvu n'ímbeba z'íkizǔngu.

Igitúma bôrōra inká cāne n'ukubêrakó harí amaragiro měnshi. Ikiyāya cā Rusǐzi na cānecâne kū nkēngēra yârwo hari amaragiro měnshi, ibitǔngwa barabirekurabikarīsha ahó bishākā. "Mu misózi hôhó ntāwusóhora inká, amaragiro ntāyó, bágufashe urágiye mw'ītōngo ry'úwǔndi mūntu baguca amǎnde"[6]

### 8.3.6. Imvúra n'ákayaga

Imbo yó mu kiyāya ifise uburēbure bwā m 800 gushika kurí m1000 ufátiye ku burǐnganire bw'íkiyága. Imbo yó mu kiyāya itandukānye n'Ímbo yó mu misózi kubêra harí ubushǔhe bwǐnshi cāne bugera kurí dōgeri serisiyûsi 23. Harakûnda kwîbonekeza uruzûba rwǐnshi cāne. Hagwa ku mwâka mm 800 ahǎndi mm 1000. Icí rimara amêzi indwi. Ni ukuvúga kuva murí Rusāmá gushika murí Munyōnyó. Iryo búra ry'îmvúra rivānzé n'úbushǔhe bwǐnshi rituma dúsānga murí ico kiyāya ibití n'ívyǎtsi bírīnda izûba nk'úmukó, umudahwērá n'ígiháhe. Imbo yó mu misózi nayó ifise uburēbure bwā m 2000 ufátiye ku burǐnganire bw'íkiyága. Uburêré bwēgéreye ishāmba cīmezá ryā kibira bufise ubushǔhe burí mūsí cânké būnganá na dōgeri serisiyûsi 15.

[6]NTABANGANA, Bubērwa, itárikí 9/10/2017.

Ku mwâka hagwa imvúra nyĭnshi cāne ishikîra mm 2000. Ni akarêré gakanyé cāne kăndi kavōmerwa n'âmâzi y'îmvúra kurusha ubŭndi burêré bw'Úburŭndi. Icí nirigúfi göse rimara amêzi atatu, ni ukuvúga kuva murí Ruhĕshi gushika murí Myāndagaro. Imvúra irwa imĭsi yöse mu rushâná cānecâne murí Ndamukiza na Munyōnyó. Tuhasānga ishāmba ry'ínzitáne rirímwó ibití biníni bínini nk'úmuyóve, umufu, umukérekwa, umuremēra, umugŏti n'íbĭndi vyĭnshi.

**8.3.7. Ikīza c'ínzara murí Imbo ya rúguru (±1910, 1916-1917, 1925-1926, 1943-1944, 1961)**

Guhêra mu mwâka w'1910 gushika mu mwâka w'1961 hărībonekejeibīza vy'ínzara mu Burŭndi nó mu bihúgu bihāná imbíbe. Dúfatiye aha iwăcu mu Burŭndi, ivyo bīza vy'ínzara vyĭbonekeje mu mihîngo yöse n'âhó ingáruká wasânga zítānganá bívānye n'ákarêré. Ivyo bīza vyĭbonekeje mu bihe bitāndúkānye kăndi ikīza c'ínzara cöse băragitôrera izína bívānye n'ícăgitēye cânké imvuné căbasizemwó nk'ûkó tugirá tubiboné hēpfó gatôyá.

Ikīza c'ínzara cāmbere cĭbonekeje hagatí y'1916 n'1917. Băhavūye bácīta amazína atāndúkānye: Gakwēkwe[7], Agahubo cânké Itūmba. Imvo y'ĭco kīza c'ínzara ni imvúra yatévye kurwa máze abanyágihúgu ntibātēragira ku gihe.

Ico gihe abāntu bărashônje aríko ntăbăpfūye kubêra căheze n'íngoga. Kanyínya ni ikĭndi kīza c'ínzara cătēye mu mwâka w'1925.

Ico gihe uruzûba rwăbāye rwĭnshi, isí irûma, abanyágihúgu bararima aríko ntibāteragira. Imvúra yagîye kugwa mū nyuma vyūmvîkane kó iyimbura ryāmbere rităbāye gútryo inzara iratêra. Ico gihe abāntu bĕnshi bărahasíze ubuzima abăndi barahūngira mu bĭndi bihúgu.Ico gihe Uburŭndi bwări mu minwe y'ábabirígi. Nihó băca bátānguza isekeza ryó guhimiriza abanyágihúgu kurima mu myônga kăndi bakarima ibitĕrwa mbûmbarugó vyērá mu kirīngo gitó nk'íbijūmbu n'íbirayá, gútryo inzara ibona kugabanuka. Ikīza c'ínzara Manôri[8] nâhó kităsize imvuné níni Imbo nahó nyéne cărahacîye.Abāntu bărashônje aríko ntibăpfūye. Ahó căbicīye bigacîka ni mu Mugāmba nó mu Butūtsi. Uruzûba rwătse amêzi atāndátu rwătumye hâduka inzara itēyé ubwôba.Bĕnshi bărapfūye cānecâne abâna n'ábagéze mu zābúkurú.Abakíri bató nabó bărōmoka bakaja kurōndera ibifūngurwa mu burêré ico kīza c'ínzara kidakazé cāne aríko nabó nyéne bĕnshi bărapfīra kū nzira kubêra inzara mū nda n'úrugēndo rurērure.

[7]Gaétan FELTZ et Jean-Etienne BIDOU, *La Famine Manori au BURUNDI*, Revue d'Histoire, 1994, p. 16
[8]Gaétan FELTZ et Jean-Etienne BIDOU, *La Famine Manori au BURUNDI*, Revue d'Histoire, 1994, p. 16

Nihó hăcīye háva ijāmbo "Kunûranūra" bisigûra kuyérēra aha na hárīya urôndera ivyó ufūngúra aríko ukabikena. Bívānye n'ímvuné căsize mu bāntu, uwo mwâka băwīse amazína atāndúkānye: bamwé ngo ni umwâka w'ámafu, kubêra băfatiye ku mafu Ababirígi băfashīsha abāntu ngo ikigoyi ntikíbīce. Abăndi băwīse umwâka w'íbisurú kubêra bărasônza gushika ahó bazūrá ibisurú bakabifūngura. Hari n'ábăwīse umwâka wa Ruzûba báfatiye ku ruzûba rwătse mu kirīngo c'âmêzi atāndátu.

Mu 1961 hăratêye iyīndi nzara. Yarí itúrutse kū mvúra yagûye itévye cāne kuburyó kw'ītāsura batīgeze bátēragira. Yagîye kugwa ibihe vyârênze.Mū nyuma igíze ngo irarwa yajé isôngera isībé kubêra yarwânye n'ámabuye, ibitěrwa vyări mu mirima vyöse biratikira.Nihó hăca hátēra inzara bayīta "Gasáhăni". NYABĔNDA ati: "Iyo nzara itárātêra mu guhâna ibifūngurwa ntitwăpīma, umūntu yaráyôra agahēreza uwumúsavye, eka n'úgusúbiza ntiyasúbiza, wé nyéne ashâtse nihó yagúsubiza. Aríko iyo nzara imáze gutêra Abāntu băcīye bátāngura gupīma ivyó bahānyé ku dusáhăni, arí nacó cătumye iyo nzara báyīta gúrtyo"[9]

**8.3.8. Ingáruká mbí y'íkīza c'ínzara**

Ico gihe abāntu bărapfûye bítēwe n'úkubúra ivyó bafūngúra. Ingwâra ziturútse ku gufūngura nâbí ziragwīririrana. Ibintūngwa birahóna ku kubúra amaragiro kubêra ivyătsi vyöse vyări vyûmye, máze abāntu baca bavyīyariramwó barakerera, ngo birībwé na bêne vyó hākwīcwa n'ínzara.

Ico gihe ngo ni ntībágiranwa mu mitwé y'ábāntukăndi utári umūntu asānzwé atónye i butwăre vyăragôrana gufūngura nk'ûkó tubibwīrwa na CŪBWÁ " jēwé dāwé yarákorana n'ábatwăre yagênda mw' īsokó arí kumwé n'úmutwăre, bakabúguza, ivyó barōnsé bakamúhakó, tukabona gufūngura, umunyágihúgu asānzwé wêwé yarí yárībagiranywe, bări bâramuhévye."[10]

**9. Ubuhīnga bw'ítōhōza**

**9.1. Ubwôko bw'ítōhōza**

Hari ubwôko bwīnshi bw'ámatōhōza mu bikorwá nk'ībi. Hari ubutōhōzi budōndá ukó ibīntu bimezé. Twōvuga kó arí ubutōhōji ndôndôzi kubêra budōndá. Hari n'úbŭndi bwôko bw'úbutōhōji bubará ibīntu, ni kuvúga bugerágeza kwêrekana igitígiri c'íbīntu búkorēsheje ubuhīnga bugoyé gutégēra.

---

[9] NYABENDA, Rugŏti, itárikí 9/10/2017
[10] CŪBWÁ, Bubērwa, itárikí 11/10/2017

Murí iki gikorwá twĭshimikije ubutōhōji budōndá kubêra ivyótwăkorera kó amatōhōza vyöse twătegerezwa kubídōnda.ivyo twăbíkũye mu gitabo c'úmutsîndo cā SADIKI Elie[11] ahó nawé nyéne yakórēsheje ubutōhōji ndôndôzi mugukóra igikorwá cîwé nacó kikaba kiri mu mugwi umwé n'ígikorwá câcu.

### 9.2. Igihe iki gikorwá gihagázekó n'ímihîngo y'ítōhōza

#### 9.2.1. Igihe c'îfátiro ry'ĭritōhōza

Kubêra iki gikorwá kidōndá ibīntu, abāntu, imicó n'ákarānga kâbo kăndi dúfatiye kĕra n'ŭbu, iri tōhōza rifatira kubirīngo bibiri: Imbere y'úmūzo w'ábazŭngu, hamwé n'ígihe abazŭngu bări mu gihúgu câcu gushika iyi sahá tugezé kó. Ivyo bidufasha gukóra icĭgwa ngereranyo c'íbīntu Abarŭndi murí rusangi băkora cānké bakorá bijānyé n'ímicó n'ímigēnzo yâbo.

#### 9.2.2. Imihîngo y'ítōhōza: Intârá kāmá y'ímbo ya rúguru n'úmusózi wa Myâve

Twēbwé twăkóze iki gikorwá tuvūka mū ntârá kāmá y'Ímbo ya rúguru, intârá ya Cíbitōke, Komĭne ya BUKÍNANYÁNA, Umusózi Myâve, Agacīmbiri Bubērwa. Mubisânzwe akarêré k'întârá kāmá yöse usānga arí kaníni, ntāwŏkazūnguruka ngo akamaré. Bisaba kó uhitámwó akarêré gatôyá, ushobóra gutêmbēramwó köse, ugashikīra abāntu wīpfūza böse, kăndi ukórēsheje umwănya mutó.

Ninacó gitumá twăhisemwó Umutŭmba wa Myâve, umwé mu mitŭmba igizé Zŏne Ndora ya Komĭne BUKÍNANYÁNA kubêra arihódusānzwé túvūka, kăndi bívānye n'ámatōhōza yāmbere twăritwâkóze, hari abāntu bó mu mihîngo myĭnshi máze bigatuma turōnka inkurú zitāndúkānye.

#### 9.2.3. Inkurú n'úbuhĭnga bwó kuzēgeranya

Mukwēgeranya inkurú twăkorēsheje ikaye ntó, ikárămu n'ágakórēsho kó gufáta amajwí. Inkurú twĕgeranije ni izidônda amatêká y'úmusózi wa Myâve. Umusózi rēró ni abahába bahagerêreye. Ahótwăgerageje kumenya imiryāngo y'Ábarŭndi b'Ímbo (abăvūye ahăndi) n'îy'Ábabo (imvûkira), imicó n'ímigēnzo yâbo eka n'úkūntu izo mpănde zibiri zăhavūye zínywāna.

---

[11] SADIKI.E., *Umuryāngo w'ábashûbi b'î Gitára kwā KARABONA*. Imicó n'ákarānga kâbo.Bujūmbura, UB, FLSH, 2008, p.4

### 9.2.4. Abătānze inkurú

Mukurōndera abadúha inkurú ntitwăvāngura igitsína.Abagabo n'ábagoré bōse twărabĭtūra bakadúha inkurú. Icó twărāba cāne yarí imyâka. Umugoré cânké umugabo afisé imyâka mirōngo itāndátu kudûga twăramubáza. Twăraràba imyâka kubêra abo bakurambere usānga arí ikigega c'ākăhise, vyĭnshi usānga bábīzi nâhó batabiményera rimwé vyöse, icîzá n'ūkó tubazá bĕnshi ikinániye umwé uwŭndi akagítōra.Hari n'íbibázo bidasabá kăhise cāne bibá bírāba akŭbu. Ivyo twărabibáza n'úwukíri mutó yába uwĭmutse cânké umusăngwa nakare inkurú nt4ugá uwayíbōnye gusa n'úwayûmvīse arayívuga.

**9.2.5. Urutŏnde rw'ábătānze inkurú**

| N° | AMAZÍNA Y'ÁBĂTĀNZE INKURÚ | UMWÂKA W'AMAVUKA | AGACĪMBIRI |
|---|---|---|---|
| 1 | NTĀFÁTO Poro | 1958 | BUBĒRWA |
| 2 | NTĀNYUNGÚ Ndereya | 1946 | BUBĒRWA |
| 3 | BACĀNAMWÓ Gorodiyano | 1950 | BUBĒRWA |
| 4 | NIYÍBĪZI Gerevasi | 1952 | BUBĒRWA |
| 5 | KARÍKURÛBU Yohani | 1943 | RUGŎTI |
| 6 | NGAYIRIBÍ Matiyasi | 1945 | BUBĒRWA |
| 7 | CŪBWÁ Mariserina | 1941 | BUBĒRWA |
| 8 | NTĀBĂNGANA Rehonari | 1939 | BUBĒRWA |
| 9 | NTÂKAMARO Domisiyano | 1941 | WANDAMIRA |
| 10 | NDŪWÎMÂNA Baratazare | 1942 | BUBĒRWA |
| 11 | NDARUTŪNĒKEYE Pasikari | 1940 | BUBĒRWA |
| 12 | RWĀBUZISÓNI Venanti | 1938 | GASHIRÚ |
| 13 | UWÎMÂNA Ponsiyano | 1944 | WANDAMIRA |
| 14 | NZĒYIMÂNA Tanazi | 1938 | BUBĒRWA |
| 15 | KAVÂMAHĂNGA Eliya | 1941 | BUBĒRWA |
| 16 | NGĒNZÉMAKÉ Yuri | 1944 | RUGŎTI |
| 17 | NGĒNDAKŪMÂNA Diyedoni | 1946 | WANDAMIRA |
| 18 | NTĀNGIRĪJE Pasikari | 1941 | BUBĒRWA |
| 19 | BAPFUMUKÊKO Morisi | 1938 | BUBĒRWA |
| 20 | MPĀWENÎMÂNA Gusitino | 1943 | RUGŎTI |
| 21 | NYĀMBERE Rehoporo | 1950 | BUBĒRWA |
| 22 | BĪZIMÂNA Timoteyo | 1952 | GASHIRÚ |
| 23 | BUCÚMI Doroteya | 1954 | WANDAMIRA |
| 24 | GUMUZANÉ Liberiyo | 1934 | WANDAMIRA |
| 25 | BAPFUBUSÁ Marisiyano | 1937 | BUBĒRWA |
| 26 | KAYĀBU Domisiyano | 1932 | BUBĒRWA |
| 27 | NYAMUYĀRWA Rino | 1936 | WANDAMIRA |
| 28 | NGŌWENÚBUSÁ Karori | 1955 | BUBĒRWA |
| 29 | RŪNSHITSEKÓ Yohani | 1933 | WANDAMIRA |
| 30 | RWĀJEKĔRA Ferederiko | 1930 | WANDAMIRA |
| 31 | MBĪTSE Antoni | 1939 | WANDAMIRA |
| 32 | BAHEBANÍNGOGA Etiyeni | 1933 | WANDAMIRA |
| 33 | NTĀHONGĒNDÉRA Maritino | 1936 | RUGŎTI |
| 34 | NZŌKIRANTÉVYE Donavine | 1941 | RUGŎTI |
| 35 | MINĂNI Pamfiro | 1937 | RUGŎTI |
| 36 | NIKÓBIKOZÉ Faranswa | 1934 | WANDAMIRA |
| 37 | MĂNIRAKÍZA Kome | 1958 | WANDAMIRA |
| 38 | SĪNZÍCONGIRÁ Firijanse | 1956 | WANDAMIRA |
| 39 | BAREGÉNSABÉ Sit4eni | 1954 | WANDAMIRA |
| 40 | NDIMURWÂNKO Sebasitiyano | 1952 | RUGŎTI |
| 41 | SÊMWĪZÁ Simiyoni | 1937 | WANDAMIRA |
| 42 | SIMVURWÁ Erike | 1955 | WANDAMIRA |
| 43 | NYĀNDWI Daniyeri | 1953 | GASHIRÚ |

| | | | |
|---|---|---|---|
| 44 | NTACORIPFÁ Feredina | 1955 | RUGŎTI |
| 45 | NDARWĀRUKANA Samweri | 1947 | RUGŎTI |
| 46 | NYABĔNDA Ruberito | 1957 | RUGŎTI |
| 47 | BĀMPURAMYEKÓ Yakobo | 1949 | GASHIRÚ |
| 48 | NTŪNZWENÎMÂNA Legesiyo | 1946 | WANDAMIRA |
| 49 | NTAHOBATĀNGENZÁ Nesitori | 1943 | WANDAMIRA |
| 50 | SINĀNKWÁNŬMWE Didasi | 1941 | GASHIRÚ |
| 51 | MBARWĀNIJE Dimoni | 1946 | GASHIRU |
| 52 | SĒMBWÁ Yohani | 1948 | RUGŎTI |
| 53 | MARĒBERO Karori | 1950 | RUGŎTI |
| 54 | NKORIKŎRI Jerarudo | 1944 | RUGŎTI |
| 55 | BĀGAMŪNDA Yeremiya | 1920 | GASHIRÚ |
| 56 | MISÍGARO Nesitori | 1950 | WANDAMIRA |
| 57 | VYĀNKAMVÚGA Sebasitiyano | 1952 | WANDAMIRA |
| 58 | BĪHOYUBUSÁ Kidiyoni | 1954 | BUBĒRWA |
| 59 | KARABÁTĒRANYA Gerevasi | 1947 | GASHIRÚ |
| 60 | URĀMVYARABÓNA Bosiko | 1950 | RUGŎTI |
| 61 | NKĪRANIYEKÓ Rusiyano | 1952 | RUGŎTI |
| 62 | BUYOYÁ Pir4ato | 1954 | RUGŎTI |
| 63 | NGĒNZAKURE Simiyoni | 1957 | GASHIRÚ |
| 64 | NTIRWĂKŪNZE Merikiyade | 1929 | GASHIRÚ |
| 65 | NDABÂNITSE Porosuperi | 1932 | GASHIRÚ |
| 66 | NTĀHOMVŪKÍYE Ezekiya | 1936 | RUGŎTI |
| 67 | NIKÓBĂHOZE Yamwari | 1957 | RUGOTI |
| 68 | SĪNZÍCONZIRÁ Maritino | 1950 | RUGŎTI |
| 69 | NTÂMAGĪRO Maritine | 1951 | RUGŎTI |
| 70 | NTAHOMBĀYÉ Birineri | 1954 | GASHIRÚ |
| 71 | BUKURÚ Omeri | 1951 | WANDAMIRA |
| 72 | BUTŌYÍ Royizi | 1953 | WANDAMIRA |
| 73 | NKURÚNZĪZÁ Pasikari | 1956 | WANDAMIRA |
| 74 | KĔNESÉ Sositeni | 1923 | GASHIRÚ |
| 75 | MUKÓZI Karori | 1943 | GASHIRÚ |
| 76 | MASABARAKÍZA Liberiyo | 1956 | BUBĒRWA |
| 78 | NTĀHOMVŪKÍYE Serejiyo | 1946 | BUBĒRWA |
| 79 | BĀNTĀNZEHSE Rehonsiyo | 1945 | WANDAMIRA |
| 80 | HASABUMUTÍMA Pir4ato | 1947 | WANDAMIRA |
| 81 | MPĀWENÎMÂNA Rino | 1950 | WANDAMIRA |
| 82 | NYABĔNDA Misheri | 1926 | WANDAMIRA |
| 83 | BIZIMŬNGU Yovito | 1947 | GASHIRÚ |
| 84 | NSABIMÂNA Didasi | 1950 | GASHIRÚ |
| 85 | NZĪSABIRA Edwarudo | 1956 | RUGŎTI |
| 86 | BUKENÉ Samweri | 1936 | GASHIRÚ |
| 87 | BARÊMERWA Serejiyo | 1939 | GASHIRÚ |
| 88 | NŪBAHIRAMAGARÁ Remi | 1942 | RUGŎTI |
| 89 | BURACÂZA Furujense | 1945 | WANDAMIRA |
| 90 | NDIRITĪRO Petero | 1933 | WANDAMIRA |

| | | | |
|---|---|---|---|
| 91 | NIYÓMVÚGO Matiyasi | 1936 | GASHIRÚ |
| 92 | NGWĀRIGWĀRI Yohana | 1938 | GASHIRÚ |
| 93 | BICACÁRI Rishari | 1935 | GASHIRÚ |
| 94 | NĀNKABŬNGUKA Simiyoni | 1943 | GASHIRÚ |
| 95 | NĪJÍMBERE Ferisiyano | 1941 | RUGŎTI |
| 96 | NTĀHOMVŪKÍYE Dewogarasiyasi | 1949 | RUGŎTI |
| 97 | RIRIKUMUTÍMA Mamesi | 1946 | GASHIRÚ |
| 98 | BARĒKUMURYĀNGO Sitanisarasi | 1943 | GASHIRÚ |
| 99 | BĀNKIZA Siyoni | 1951 | WANDAMIRA |
| 100 | SÊBINYĔNZI Ponsiyano | 1937 | GASHIRÚ |
| 101 | NTIBARĬZI Tiyeri | 1931 | WANDAMIRA |
| 102 | NYAGÁHŬNGU Berenarudo | 1943 | GASHIRÚ |
| 103 | MATARÁRWE Nesitori | 1939 | RUGŎTI |
| 104 | NGORÁGOZE Tadeyo | 1936 | RUGŎTI |
| 105 | MATÁMA Kevine | 1927 | WANDAMIRA |

### 9.2.6. Ivyăsabwe ku bătānze inkurú

Icăsabwa ni ukó uwatânga inkurú yatégerezwa kubá afíse imyáka mirōngo itāndátu kudûga, umugoré cânké umugabo. N'úwukíri mutó nawé nyéne afíse inkurú zijānyé n'ívyĕrekeye akŭbu twăramubáza.

### 9.2.7. Umwîhwēzo w'ínkurú

Túmaze kwēgeranya inkurú twărazihâye insígūro, turazíca hĭrya nó hĭno twîsūnze ivyó dusānzwé tûzi twĭze mw'īshūre máze navyó bigashigikirwa n'îvyó dusomyé mu bitabo vyănditswe n'ábătuboneye izûba. Ivyo vyöse twăgerageza kubijānīsha.

# IKIGABÁNE CĀ MBERE: AKARÊRÉ K'ÍTŌHŌZA : UMUTŬMBA WA MYÂVE : IGIHÚGU N'ÁBĀNTU


## 1.1. Indônda bíhugu y'ákarêré k'ítōhōza

### 1.1.1. Imisózi ya rusāsuma

Umusózi wa Myâve aríwó kĕra wĭtwa « Bubērwa » ni umwé mu misózi 30 igizé Komĭne Bukínanyána mū ntârá ya Címbitōke. Kugíra twērékane nêzá imisózi ya rusāsuma vyăbāye ngōmbwá kó tubānzá kwêrekana imisózi yose igizé Komĭne Bukínanyána, eka n'ámazŏni yēgúkira gútyo twĭshimikije ikáratá y'úkūntu Komĭne igabúwe, duca tubona ahó umusózi wa Myâve uherêreye n'îmbíbe zâwo.

Umusózi wa Myâve ukaba ugízwe n'úbucĭmbiri buné aríbwó Bubērwa, Rugŏti, Gashirú na Wandamira.

**Ikáratá ya Kómĭne Bukínanyána**



Komine Bukínanyána iri mu majá rugúru ahashîra uburêngero bw'întârá ya Cíbitōke. Mu majá rugúru ihāna urubíbe na Komine Mabâyi n'ígihúgu c'Úrwānda. Mu majêpfó ihāna urubíbe na Komine zā Bubānza na Músigâti zó mū ntârá ya Bubānza. Mu buseruko hari Komine Kābarore, mu burêngero harí Komine Murwi. Harwa imvúra nyǐnshi ku mwâka (mm1300 gushika ku mm2000). Ubushǔhe na bwó buri hagatí ya dōgeri serisiyûsi 14 na15. Iyo Kómine ifise uburǐnganire būnganá na kiromētéro kwādarăto 344,6. Ni ukuvúga ivyíjana 21 vy'úburǐnganire bwöse bw'întârá ya Cíbitōke n'îvyíjana 1,2 vy'úburǐnganire bwöse bw'ígihúgu c'Úburǔndi.

Iyo Komine igizwe n'ámazǒne atānu, imisózi ya rusānsuma 30 n'úducīmbiri 102.Umutǔmba wa Myâve uri mu buseruko bwā Komine Bukínanyána. Mu burêngero uhāna urubíbe n'úmutǔmba wa Kibaya, mu buseruko uhāna urubíbe n'íshāmba cīmezá ryā Kibira. Mu majá rugúru uhāna urubíbe n'úmutǔmba wa Nyarubugu. Mu majá epfó nahó uhāna urubíbe n'ǔmutǔmba wa Kibatí wo murí Zône Masāngo.

**Ikigára c'ámazǒne, Imisózi ya rusānsuma n'úbucīmbiri vyā Komine BUKÍNANYÁNA.**

| **Zǒne** | **Umutǔmba** | **Uducīmbiri** |
|---|---|---|
| NDORA | BURĪMBII | Busǐndi, Buhama na Mirwa |
| | KIBAYAII | Rushwāti, Kararo, Kigǒti et Kabōndo |
| | NYAMYĒHA | Rugǒti, Karamá, Kiziba et Mwēndo |
| | GISERÁMA | Giserāma na GataboII |
| | NYARUBUGU | Rurīnzi, Kiruhūra, GataboI na Kirehe |
| | MYÂVE | Wandamira, Rugǒti, Bukērwa et Gashirú |
| | BIHĚMBE | Rēmba, Kigéra et Kanyōri |
| | BITÁRE | Biriba, Kinazi , Bitáre et Mubúga |
| MASĀNGO | MASĀNGO | Kibândé, Nyamirāmbo, Gakómero |
| | KIBATÍ | Ruhara na Kigarama |
| | BURĪMBI II | Mwūngo, Karamá |
| | SÉHE | Bugōndo, Rubīngo na Bugarama |
| | NYARWŪMBA | Bwīzá, Rugomero na Kanōmbe |
| BǓMBA | BǓMBA | Nyakwăga, Mabuye, Rūnyami, Ntobogo,Tāmba ,Bǔmba,Nyagitebeka,Nyarúramá na Rukāngo |
| | MUNYÍNYA | Duhása, Munyínya, KagwēgweI, Kagwēgwe II |
| | NDERÁMA | Rusekera, Rūngobwe, Bigéri, Bujoro, Gakūngu |
| | BUTARA | Nyānkomo ,Gitobó, Butara |
| | RTYÂZO | Butegana,Nyarutovu,Rtyâzo |
| | RUNÉGE | Musāga, Kâbunāmbo, |
| | RUHÊMBE | Kiguga, Gasasa, Ruhembe |
| GAHABŪRA | GAHABŪRA | Gicăca, Nyamutobōro, Nyarunazi |
| | RĀNGĪRA | Kanogó, Rāngīra I,Rāngīra II; |
| | KIBAYA I | Rutáre na Kibaya |
| | MURÊNGERÁ | Nyamuhāndari,Busāma,Kirimpǐnga na Murêngerá |

| | | |
|---|---|---|
| RUSÊNDA | MIKONI | Burînga, Mpáro na Mikoni |
| | NYĀMPĪNDA | Masāngo, Rurīnzi na Nyāmbého |
| | NYĀNGWE | Bigéra,Cêne na Nyāngwe |
| | RUSÊNDA | Rusênda, Nyabúgogó,Rusāndo,Kinanga na Nyarukeré |
| | SHIMWE | Shimwe,K4ōga |
| | KABERE | Kabere,Kiseráma |

### 1.1.2. Inzûzi n'íbiyága

Nk'ûkó twābibǒnye inzûzi zó mū ntârá y'ímbo ya rúguru zöse zīzanana mu burêré bwâyo burí mu misózi. Umusózi wa Myâve nawó usānzwe urí murí ako karêré. Haca inzûzi zigeréranye nka zöse zica zîsuka mu rûzi Kabúrāntwa narwó rugaca rúbāndānya rukīsuka murí Rusǐzi. Izo nzûzi ni : Rusâve, Gisūmo, Rugogó hamwé na Kibaya. Iruhǎnde y'ǐzo nzûzi hari utugezi twǐnshi tugēndá túgaburira izo nzûzi amâzi yâzo akabona kurwīra. Umusózi wa Myâve uri mu karêré gahanámye cāne kǎndi ntābiyága biharí.

### 1.1.3. Ibiméra ku mutǔmba wa Myâve

Umutǔmba wa Myâve umerakó cāne ibitěrwa mbûmbarúgo nk'íbitōke, ibijūmbu, imyūmbati, ibihǒnge, amateke y'ámazǔngu n'ámagândé n'íbǐndi. Haramera n'íbitěrwa vy'íntete ivyo navyó ni ibigôri, ibiharage, ubwīshaza n'înkôré. Haramera cāne n'ímboga: irēngarěnga, imisoma, insogó z'índimano, igitíka, inderáma, icâyǒti, ubuserēriyá hamwé n'îpinǎri nâhó ubu basá nábǎyihevye. Hari n'ûbwôko bw'ibití bwǐnshi: imikáratǔsi, igerevēriyó, isêderi nâhó risá níryǎhonye. Hari n'údusózi duhanámye twēgéreye ishāmba cīmezá rya Kibira máze bigatuma hámera ubwôko bwǐnshi bw'ívyǎtsi.

### 1.2. Isí yó mu Myâve

Murí rúsǎngi Imbo ya rúguru yó mu misózi hari ivú ry'ínōmbe n'îvú ry'íkimata. Hari ibicé bifisé ivú rivānzé n'úrucekéri aríko ni ható cāne.

### 1.3. Abāntu bó ku mutǔmba wa Myâve

Umutǔmba wa Myâve nōvuga kó arí ihûriro ry'ábāntu. Haba Abanyarwānda, abǎje báva i Ngōzi, mu Kayānza n'í Murāmvya. Kurí abo hīyongērakó abākávūkíre aríbó basǎngwa. Uti ni ihûriro kubêra ikí?

Umutǔmba wa Myâve uri kw'ibarabara ry'îkaburīmbi Rugǒmbó-Kayānza. Iryo barabara rica nêzá na nêzá murí zǒne ya Ndora aríhó umutǔmba wa Myâve urí.

Kuva kĕra isokó ya Ndora yămye irémwa n'âbó twĩtá Abarŭndi ni kuvúga abāntu băje báva mū ntârá kāmá y'Úbuyĕnzi tútībágiye n'Ábanyarwānda bacá mu kibira bávūye mū ntârá z'Úrwānda zēgéreye Uburŭndi, aha twōvuga nka Nshīri. Abo Banyakayānza n'"Ábanyēngōzi có kimwé n'Ábanyarwānda bāzana inká bashōrá mw'īsokó y'í Ndora. Bágurīshije băca bányuranya indyá zităboneka iwăbo nk'ámateke, imyūmbati, ibitōke n'íbijūmbu.

Urwo rŭja n'úrŭza băkora kuva kĕra rwătumye bamwé bágira igishika có kūza kugerēra mu Myâve bívānye n'úkūntu băbona hīmbúka cāne. Hari n'ímiryāngo twărutse túbona y'Ábazayirwa aríko ubu yarágīye ntitūzí iyó yĭmukiye. Murí maké abāntu babá ku mutŭmba wa Myâve ni Abarŭndi b'Ímbo n'Ábabo.

## 1.4. Ibibátūnze

### 1.4.1. Uburimyi

#### 1.4.1.1. Ibitĕrwa kāmá vyămye bírimwa Imbo

Kugíra tumenyé ibitĕrwa kāmá vyămye bírimwa Imbo twĭsūnze akăhise k'îvûka ry'úburimyi n'ûbwôrōzi murí Afrika y'úbuseruko yōse. Ku bwā MWŌROHA Emile [12], " Umwūga wó guhîga n'úkwămūra wazímānganye bukêbuké bítēwe n'ûkó abāntu batāngúye kurima n'úkwŏrōra". Mu Burŭndi có kimwé nó mu bĭndi bihúgu vyā Afrika y'úbuseruko baratúbwīra ibitĕrwa kāmá vyămye bíharimwa, iyo vyăzananye gushika bíkwīragire mu Burŭndi bwōse eka nó mu bĭndi bihúgu vyā Afrika y'úbuseruko. Hari ivyăzananye ku mugabáne wa Aziyá mu bīmpūmbi vya kure gōse: urubére, amasaká, impōnda, inzúzi, intore, ibiharage, ibijūmbu, ubuhŏnge, amataro arí yó mateke.

Hari n'ĭbindi vyăzananye ku mugabáne wa Aziyá aríko bishika mu Burŭndi mū mpéra y'íkīnjana cā cúmi n'ícĕnda, navyó ni: umuceri, imisígăti, imyēmbe. ivyăzananye ku mugabáne wa Amerika mu kīnjana cā cúmi n'índwi navyó ni ibi: ibigôri n'úbŭndi bwôko bw'íbiharage. Hari n'ígitĕrwa căzananye mu Bugânda nacó ni Igitōke. Hari n'íbĭndi vyăzananye n'ábakórŏni navyó ni Ikâwa. Akagacé karatwĕreka ukūntu igitōke cămye Imbo kuva mū mpéra y'íkīnjana cā cúmi n'índwi. "Igitōke gifise akamaro kaníni gōse, kigwīza umwĭmbu incúro cúmi kurusha ubuhônge, ntikigōyé ikórera, ugitēra igihe cōse ushākíye, kăndi kikôroha gutêka. ivyo vyōse vyătumye abāntu bágikūnda gushika ahó gikwīrágira akarêré k'Ímbo kōse."[13]

[12] MWŌROHA.E., *Histoire du Burundi*. Des origines à la fin du 19è siècle, 1987, p.88

[13] MWŌROHA.E., *Histoire du Burundi*. Des origines à la fin du 19è siècle, 1987, p.88

Dúfatiye kurí ako kăhise twăcīye túbona ibitěrwa kāmá vyămye bírimwa Imbo ya rúguru: ubuhŏnge, ibitōke, amateke, ibijūmbu, intore, inzúzi, imyēmbe, ikawá, umuceri.

#### 1.4.1.2. Ibitěrwa vyăzanywe n'Ábarŭndi b'Ímbo

Mū ntârá y'Ímbo amasaká, uburo ntivyărimwa. Vyăzanywe n'Ábanyarwānda hamwé n'ábayěnzi bâje kuhagērera aríkó ubu ntibikirimwa. SÊBINYĚNZI ati " Ubu mfise imyâka 81, nakúze túrima amasaká n'úburó tūzaníwe n'Ábarŭndi b'Ímbo. Aríko ubu ntā mūntu nŭmwe mboná akibirima."[14] Arasúbīra ati "Ico gihe sinarí bwâcé ubwênge, aríko kuva kěra hŏse amasaká băyarima ahāntu hagumyé bāsindáguye umushike. Rēró ndîbaza kó amatōngo yăze ubu udashobóra kurōnka amashāmba yó gutsíndagura, ivyo bigatuma amasaká atōkwīmbuka ni iyo mvo yatúmye báheba kuyarima."[15]

#### 1.4.1.3. Ibitěrwa vyăje bíva mu Bugândá

Igitěrwa căje kíva mu Bugândá kăndi kirimwá cāne mu Burŭndi ni igitōke. Mubisânzwe igitōke kiri mu bitěrwa vyăje bíva ku mugabáne wa Aziyá aríko nticăshōtse gíshika mu Burŭndi ubwonyéne. Băbānje bakirima mu Bugândá inó mu Burŭndi căhashitse mūnyuma gŏse. Inó mu Burŭndi hari n'ûbwôko bw'ígitōke bwērékana vy'úkuri kó căzananye mu Bugânda. Hari igitōke cītwá Ikigănda kirībwá gítētse cânké côkeje. Abīfise baragikomeza, bakak4ūndika máze bakakiganamwó inzoga. Ni ubwôko bw'ígisahira.

Hari ubwôko bwĭnshi bw'íbitōke: ibikāshi biganwamwó inzoga bikarībwa kăndi n'ímihwi. Igisahira kirībwa gítētse eka baranakiganamwó inzoga. Ibĭndi ni ikibíra, igihagama, ikigerégere, inkíra, uruzĭngi, igihonyi, urumpūngwe, ingoromoka, ntāmugôngo, imáramásěnge, ibimáraya, ibigúrubé, igifūfu, n'íbĭndi.

### 1.4.2. Ubwôrōzi

Mū ntârá kāmá y'Imbo ya rúguru barôrōra aríko ntibisheméye. Barórōra cānecâne ibitŭngwa bitôbitó nk'ímpené, ingurube, inkwâvu, imbeba z'íkizŭngu, inkokón'ímbāta. Barôrōra n'ámafi cānecâne mu kiyāya. Bívānye n'ûkó harí amaragiro mu kiyāya barageragaza kwôrōra inká nâhó bidasheméye cāne.

---

[14] SÊBINYĚNZI, Gashíru, itáriki 13/10/2017
[15] SÊBINYĚNZI, Gashíru, itáriki 13/10/2017

### 1.4.3. Iyǐndi myūga

Iruhānde y'úkurima n'ûkwôrōra hari iyǐndi myūga itūnzé abāntu b'Ímbo. Hari umwūga w'úgucúra ahó kuva kěra eka n'ǔbu uwo mwūga w'úgucúra ugikorwa. NTIBARǏZI ati " Jēwé nakúze Dātá wānje acúra, najêwé nahávūye ntôrana uwo mwūga nkaba ndi umucúzi akaba arí vyó bīntǔnze."[16] Uwo mutāma yarâmbwîye kó kěra bǎcura ibikórēsho bitāndúkānye nk'ámasúka, amacúmu, impǐndu, inkôta, inshîngé, inkero, imihoro, inyabuhoro, imbāzo, inzogera n'ámayugi. Aríko ahó abazǔngu bāzíye abāntu bǎcīye bîrukira ibihîngūriwe mu ngǎnda z'íkizǔngu. Ni có gitumá ubu umwūga wó gucúra udasheméye cāne kubêra ivyǎcurwa n'íminwe vyöse ubu bikorerwa mu mahîngūriro kǎndi bikāza bísa nêza cāne kǎndi bíkomeye kurusha ibicúrano. Uwo mutāma yarátubwîye kó mugucúra akorēsha umuvuba, umurǐnga, amakára, uruzína, ibuye ryó gucúrira kó, irtyâzo, isînzo hamwé n'ínyūndo. Umwūga wó gucúra kěra warí uhâmbāye cāne kubêra ibikórēsho vyöse vyǎkorēshwa mukurāngūra imirimo itāndúkānye vyǎhīngūrwa n'ábacúzi. Isúka zǎkorēshwa mu kurima ibǐndi bikórēsho vyǎgemurwa i Bwǎmi, i bugánwa hamwé n'í butwǎre. Uwo mwūga wó gucúra warí ufíse imiziro. NTIBARǏZI ati: "Cǎrazíra kó umugoré n'ínkumí bīnjíra mu rugǎnda."[17]

Umwūga wó kubāza na wó nyéne warí ukómeye aho hāmbere eka n'ǔbu Ababo běnshi barawúkora. Bǎrabâza inānga, ubwâto, isékuru, ivyǎnsi, imidáhará, intí z'ámacúmu, imihíni y'ámasúka, ibirǐndi vy'ímihoro n'încâbití, amabano y'ímyāmpi, amahiri y'úguhîga, ibitêmbé vy'úkurásirakó n'íbǐndi. Umwūga wó kujîsha n'ǔbu uracâkórwa eka kuva kěra höse bǎrajîsha indumáne, ibivǔmvu, ibikútso, ibiseke, inkāngara, intaro, ibitíba, ibigega hamwé n'íbirago. Bǎrajîsha kǎndi n'íkinyâmbúga. Vyǐnshi murí ivyó bikórēsho ubu ntibikijīshwa bívānye n'ûkó vyǎsubiriwe n'íbikórēsho vy'íkizǔngu. Umwūga wó kubûmba wó wǎmye arí umwūga w'Ábatwá gushika n'ǔbu. Umutwá yazûra ibǔmba umutwâkazi akabûmba. Bǎrabûmba impângé yó gutara inzogá, inkóno arí yó nagá yó gutêka, umunóga wó kuvōma, imibǐndi, ikárabo, urwǎvya, umubêhé, icōtero. Izo nkóno n'ǔbu zirabûmbwa kǎndi zikagurwa n'ábāntu böse. Aríko uwo mwūga ubu ntusheméye cāne kukó hǎje ibikórēsho vy'íkizǔngu nk'ámasafuriya yó gutêka, amasáhāni yó kurîramwó, ibidumú vyó kuvōmamwó hamwé n'íbikǒmbe vyó kunywêsha amâzi.

Hari n'úmwūga wó kwěgeka inzúki. Kěra uwo mwūga warí uhâmbāye cāne. Aběgeka bǎbīta abavǔmbi. Gushika n'ǔbu uwo mwūga uracâkórwa n'ábāntu batarí baké.

[16] NTIBARǏZI, Wandamira, itáriki 14/10/2017
[17] NTIBARIZI, Wandamira, itáriki 14/10/2017

Kubijânye n'úruhĭgi kĕra bărahîga aríko ubu bisa n'ívyībagiwe kubêra amashāmba băyarimye yŏse gútyo ibikôkó birahóna ibĭndi birahūnga. Mu guhîga băkorēsha imbwá, abahĭgi nabó băba báfise ubuhiri n'ámacúmu. Ibĭndi bikôkó băbitega imitégo. Bărahîga ingwe, impōngo, ingeregere, imbwĕbwe, ibinyogóto, ibihīmbi, inkwăre, inkwâvu, umukĕnke, umusákanyíka, igikara, imbáka, inzóka n'íbĭndi. ivyo bikôkó bimwé băbihīga kubêra vyōná imirimá ibĭndi băbihīga bárōndera inyama ibĭndi na vyó bakabirōnderakó imití. Hari n'íbĭndi băhīga kubêra bifisé insâto z'ákamaro nk'íngwe, ifūmbēri, icŭya, impōngo n'înzóbe. Kĕra hăhīga Abatwá gusa aríko ubu n'ábăndi barahîga.

### 1.5. Imiryāngo yó mu Myâve

#### 1.5.1. Ababo

Ku musózi wa Myâve tuhasānga imiryāngo itāndúkānye. Murí iyo miryāngo iyó twăshoboye kumenya ni:

- Abahīnda (Abahutú)
- Abazígāba (Abahutú)
- Abavumú (Abahutú)
- Abagarānzura (Abahutú)
- Abahīza (Abahutú)
- Abaragú (Abahutú)
- Abazibira (Abahutú)
- Abaguba (Abahutú)

#### 1.5.2. Abarŭndi b'Ímbo

Murí iyo miryāngo, hari:

- Abahīnda (Abahutú)
- Abazígāba (Abahutú)
- Abavumú (Abahutú)
- Abagarānzura (Abahutú)
- Abahīza (Abahutú)
- Abaragú (Abahutú)
- Abazibira (Abahutú)
- Abaguba (Abahutú)
- Abasīnga (Abahutú)

## IKIGABÁNE CĀ KÁBIRI: AMATÊKA Y'ÍMIRYĀNGO YAGÉRĒREYE MU MYÂVE

Murí iki gikorwá tugerageza kumenya umūntu. Ubwāmbere umuryāngo akomôkamwó, tukōngera tukamenya n'ûbwôko bwîwé. Nk'ákarorero, turashóbora kuvúga Abazígāba bó mu bwôko bw'ábahutú.

### 2.1. Imiryāngo y'Ábabo

#### 2.1.1. Amôko yâbo

##### 2.1.1.1. Abăhagerēreye ubwā mbere

Murí iyo miryāngo abăhagerēreye ubwāmbere ni:

Abahīnda (Abahutú)

Abazígāba (Abahutú)

Abahânza (Abahutú)

Abaragú (Abahutú)

##### 2.1.1.2. Abăhagerēreye ubwānyuma bávūye mu yǐndi mihîngo y'Ímbo

Mu băvūye mu yǐndi mihîngo y'Ímbo ni:

Abaguba (Abahutú)

Abazibira (Abahutú)

Abahīza (Abahutú)

Abagarānzura (Abahutú)

Abavumú (Abahutú)

##### 2.1.1.3. Ingéne băbākīriye

Abarŭndi bā kêra bări báfise umutíma. Ntāgatíma táre bări báfise. Uwurámutse atêmbēreye máze bukamwīrīrakó yarádōdōra ahó agezé hōse bakamwākīra, bakamuzimāna, eka bakamúrāza igihe cōse ashākíye, máze bímuvūyekó akabāndānya urugēndo. Yabá uwǐmutse burūndú, băramwăkīra. Ahó ashikíye băramwītahó bagaháva bakamuha ahó agerêra.

D. B.

Ni vyó vyǎshikiye abǎri bāje kugerēra mu Myâve bávūye mu yǐndi mihîngo y'Ímbo. Abasǎngwa bǎrabǎkīye, máze kubêra amatōngo atǎri bwâgé, bǎratémye ishāmba, bararima máze amatōngo aca arabêgukira.

MATARÁRWE ati: "Hǎrakûnda kūza abāntu bávūye i Kâbaroré, sogókuru akabākīra, háheze imǐsi akabáha amatōngo bakūbakamwó, ayo matōngo agaca abêgukira. Abasânzwe arí abagēnzi bîwé yabáha amatōngo atemyé, arimyé mberé arimwó indimo. Mushǎsha yamwêreka ishāmba akîtemera máze itōngo rikamwêgukira."[18]

## 2.2. Imiryāngo y'Ábarǔndi b'Ímbo

### 2.2.1. Amôko yâbo

Abarǔndi b'Ímbo twǎsanze báfise imiryāngo ikurîkira:

- Abahīnda (Abahutú)
- Abazígāba (Abahutú)
- Abavumú (Abahutú)
- Abagarānzura (Abahutú)
- Abahīza (Abahutú)
- Abaragú (Abahutú)
- Abazibira (Abahutú)
- Abaguba (Abahutú)
- Abasīnga (Abahutú)

## 2.3. Ukwîmuka nó kugerēra kw'ábarǔndi b'Ímbo

### 2.3.1. Abǎhīmukiye imbere y'ábǎndi (1966-1975)

Twîsūnze kǎhise k'Úburǔndi, umwâka w'1966 warânzwe n'îkûrwa ry'întwâro ya cǎmi, utāngurana na Repubilika yāmbere yarí irôngōwe na MICŌMBERO Misheri inyuma yó kugenwa ngo abé umushikirangānji wā mbere w'Úburǔndi n'úmugánwa NDÎZĒYE Karǒri umuhǔngu w'úmwǎmi MWĀMBUTSA, inyuma yâho atāyé ingoma yîwé yīgīra i Burayá.

Hácīye imǐsi mikêyá, MICŌMBERO yacîye ashíkīra igihúgu. Repubilika yā mbere iba iravûtse. Intwâro yîwé igítāngura yashíra imbere ubumwé, ibikorwá n'ámajāmbere. Icó cǎri icîvugo c'úmugāmbwe wîwé UPRONA.

---

[18] MATARÁRWE, Wandamira, itárikí 13/10/2017

Ico cîvugo căhavūye kidakuríkizwa kubêra akagwi k'ábanyabururí băcīye báshāka kwîhariza ubutégetsi, isharí n'ínzigo bica biravyûka mu mitíma y'ăba na bárĭya. Ivyó vyăcīye bívyāra amacâkubíri afatíye ku ntârá, kurí politike n'âmôko.

Mu mirōngo indwi na kábiri (1972)[19] ni hó intwāzangabo mu gisirikare zimwêzimwé zífashwe mu mugôngo n'úrwāruka rw'úmugāmbwe UPRONA bĭyarira mu bahutú baragāndagura. Ibitígiri bigerá kw'īrăki zibiri z'ábahutú ni vyó vyămenyēkanye kó vyăgandaguwe.

N'ûbwo vyări bímeze gútryo, abagérēra bôbó ntibăhagarika băguma bâza mu Burŭndi, bagahitira mu burêré butāndúkānye hárimwó n'ákarêré k'Ímbo iki gikorwá gishimíkiyekó. Bĕnshi băje bávūye mu Rwānda, i Ngōzi nó mu Kayānza, Murāmvya nó muyĭndi mihîngo y'Ímbo ya rúguru nka Músigâti.

### 2.3.2. Abăhagerēreye mū nyuma (1979-2007)

Murí ico gihe, mu 1979 hări hâbâye ihīnduka ry'úbutégetsi.Umukurú w'ígihúgu MICŌMBERO Mishêri yarí yâkûwe haca hīmikwa Yohăni Batisita BAGAZA. Nawé yazánye iyĭndi politike, yatúmye murí ico gihe hîmuka abāntu bĕnshi báva ahó bābá bakaja ahăndi.

Iyo politike na yó yarí iyó gukûra ubugérêrwa kăndi aca abāndānya n'úmugāmbi w'ûwó yarí yâsúbīriye wó guhimiriza abāntu ngo bakwīrágire ahāntu hōse hagarágara, baharimé, bōrôré kugíra barwānyé inzara. Ico gihe Imbo ya rúguru yarí ifise igicé kiníni kigarágara na cānecâne mu kiyāya c'Ímbo eka nó mu misózi hărībonekeza ibibára bigarágara. Abăje mu gihe kirí hagatí y'ûmwâka w'1966 n'1975 bararōnka amatōngo atâco batānzé, băragábiwe.

Abăje mu gihe kirí hagatí y'ûmwâka w'1979 n'2007 bôbó băragúze. Ivyo vyăvāna n'ûkó ubugérêrwa bwări bwâhavūye. Ivyó gutânga amatōngo atâmatégeko yīsûnzwe abăndi báyīhagira vyări vyâfuswe n'úmukurú w'igihúgu Yohăni Batisita BAGAZA.

### 2.3.3. Imvo zătumye bîmuka

Nk'ûkó twābibŏnye hējuru, abĭmutse bōse bâba abāmbere cânké abānyuma bōse bărōndera amatōngo. Bărōndera kwâgukirwa, kurōnka ahó barimá n'âhó bōrôrera hāgútse.

### 2.3.4. Iyó băvūye abāmbere

Abăje ubwāmbere băvūye mu Bihúgu bihāná urubíbe n'Úburŭndi nk'Úrwānda eka n'întārá zîndi z'Úburŭndi nka Ngōzi, Kayānza na Murāmvya.

---

19 Http/w.w.w.petitfute.com/pge119-burundi/guidetouristique. Lu le 15/10/2017

### 2.3.5. Ingéne băhāje

Abarŭndi b'Ímbo băje mu micé ibiri:

Hari abăje kū ntwâro ya MICŌMBERO igihe yahímiriza Abarŭndi murí rusăngi gukwîragira aho hŏse hagarágara, barimé, bōrôré máze umwĭmbu wīyóngēre.

Hari n'ábăje kurí BAGAZA igihe yakûra ubugerêrwa, máze baca bīhūtira kūza kugura amatōngo Imbo.

### 2.3.6. Ingéne băhagēnda

N'âhó ubu tuboná kwîyunguruza vyōróshe, kĕra vyări bígōye cāne gŏse. GUMUZANÉ ati « Jēwé navûye mu Rwānda mu karêré kā Nshīri njé kurōndera itōngo mu Burŭndi kubêra hamerá cāne. Nahâje n'ámaguru, ntāmbuka ikibira hāma ndashika i Bukínanyána. Ntāmódoká zări zíhari twătegerezwa kuhagēnda n'ámaguru. »[20] NYAMUYĀRWA nawé ati « Jēwé navûye mū ntârá ya Kayānza murí Komĭne ya Gahŏmbo, najé bukêbuké, narâye mū nzira imĭsi ibiri uburuhiro ndashika aha i Bukínanyána. »[21]

Kubêra atāburyó bwó kwîyunguruza bwări búhari abăza bŏse băhagēnda n'ámaguru.

### 2.3.7. Ingéne abasăngwa băbākīriye

Aho kĕra hahisé Abarăndi murí rusăngi bărakûndana ahó bwījé umūntu agéze nihó yasába indâro. Uwŭje akúgana wamwâkīrana umutíma mwīza. NYABĔNDA ati "Abăje kugerēra ngăha bŏse twărabăkīriye máze turabêreka ahó babá. Amashāmba yarí agíhari bărayatémye máze bararōnka ahó būbáka n'âhó barimá. Ntitwărāba iyó aturútse, twărira kubóna kó arí umūntu, bŏse twăbafata có kimwé."[22]

### 2.3.8. Ingéne bărōnse amatōngo

Nk'ûko duhejéje kubíbona hējuru Abarŭndi b'Ímbo băgerēreye Imbo ku mutŭmba wa Myâve bărōnse amatōngo kubiri. Hari abăguze n'ábăndi băgabiwe. Abăje kurí MICOMBERO băragábiwe mugihe abăje kurí BAGAZA băguze kubêra ubugerêrwa bwări bwâfuswe.

[20] GUMUZANÉ, Wandamira, itáriki 14/10/2017
[21] NYAMUYĀRWA, Wandamira, itáriki 14/10/2017
[22] NYABENDA, Rugŏti itariki 9/10/2017

# IKIGABÁNE CĀ GÁTATU: UKUGERERANYA IMICÓ N'ÍMIGĒNZO KĀMÁ Y'ÁBABO N'ÁBARŬNDI B'ÍMBO

## 3.1. Imiziro

Ni ibīntu imiryāngo yagêndereje isānga ntibiyĕrera ica ibigira indahiro kăndi uwo muryāngo utarēnga kó. Bâba Abarŭndi b'Ímbo cânké Ababo bŏse barafise ivyó băzririza. Hari imiziro yihárijwe n'Ábabo nk'ûkó harí n'íyĭndi yīhárijwe n'Ábarŭndi b'Ímbo. Aríko hari imiziro dusāngá báhūriyekó. Ababo ntibarēngá irêmbo bárikó bárya umuhwí bakūyé ahāntu bashāka kugana inzogá y'íbitōke. Bavugakó vyăca bítika. Ababo ntibĭnjira mū nzu z'ăbahŭngu n'ábakŏbwa bâbo. Abarŭndi b'Ímbo ntibărya ibijūmbu bábitonoye ngo uba ucâmbuye kăndi ngo uba usûzuguye uwabírimye bigatuma adásubîra kurima ngo yĭmbúre. Imbo ntā mugoré yŭríra kū nzu kăndi ntavugá ijāmbo ngo aba aséma umuryāngo. Mu muryāngo w'Ábahīnda ntibărya ibirayá ngo ni amahenéhene. Ntibărya inyama z'ímpené kíretse iz'íntāma.

### Ikigara

| Ababo | Abarŭndi b'Ímbo |
|---|---|
| - Ntibărēnga irêmbo báfise umuhwí bātōyé ahāntu baríko bágana inzogá ngo vyōca bítika. Aríko ubu barahárēnga.<br>- Ntibĭnjira mū nzu z'ábâna bâbo. N'ŭbu ntibazĭnjiramwo.<br>- Ntā mugoré yŭrira kū nzu cânké ngo avugé ijāmbo ngo ni agaséma. Ubu barazûrirakó.<br>- Abó mu muryāngo w'Ábahīnda ntibărya amatúgu n'íbirayá ngo ni amahenéhene. Ubu barabírya.<br>- Ntíbărōngora abakŏbwa b'Ábarŭnd b'Ímboi ngo barīgānza mu rugó. Ubu barabarōngora. | - Ntibărya ikijūmbu bágitonoye ngo băba bácāmbuye kăndi ngo băba bágaye uwabírimye bigatuma atazōsúbira kwīmbura. Ubu barabítonora.<br>- Ntibĭnjira mū nzu z'âbâna bâbo. N'ŭbu ntibazĭnjira.<br>- Ntibărya ifī ngo ni ibisígo vyó mu mâzi.<br><br>Ubu barazírya. |

### 3.2. Ibimazi

Ikimazi ní igiterékērwa c'úmuryāngo kikaba arí nacó căkīngira umuryāngo máze ukacîhekakó kăndi ukakigēndakó. NDŪWÎMÂNA ati « Ibimazi ni ibiterékērwa cânké ibihēko abasângiye umuryāngo băshira ahāntu, bakabibāndirwakó, kugíra bizôbakǐngire imizímu y'ábakurambere. Bărabisênga ngo bizôbakǐngire kugíra imizímu ntǐzōgarúke kubagirira nâbí. »[23]

BAPFUBUSÁ nawé ati « Ibimazi vyări ibīntu băbāza mu bití bakabítobora, bakabishiramwó urunyuzí rw'ímihivú máze bakavyāmbara mw'īzosi bakavyīta ibimazi vyâbo. Abăndi na bó bămbaza intāngo cānké intāma y'ûmwêru.»[24]

Túmaze kwîhwēza nêzá, twăsānze ibimazi arí ibīntu băterekēra, bakabāndīsha kugíra bibakǐngire imizímu. Hări intāma y'ûmwêru, intāngo, intébe ya bigōmbo, umudĕnde, agahoro, agacúmu, inzogera. Hari n'ábăgira ibimazi vy'ábāntu : amahása abāntu bĕnshi bărayatînya, eka mberé barayǐsēmba kubêra băvuga kó ahūmá, urámutse uyácumuyekó warágira ingŏrane nyǐnshi.Bĕnshi rēró băyagira ikimazi câbo.

**Ikigára**

| Ababo | Abarŭndi b'Îmbo |
|---|---|
| Ibimazi vyâbo vyări :<br>- Intāma y'ûmwêro<br>- Intāngo<br>- Intébe ya bigōmbo<br>- Umudĕnde<br>- Agahoro<br>- Agacúmu<br>- Inzogera<br>- Amahása<br>Ubu ntā bimazi bafisé | Ibimazi vyâbo vyări :<br>- Intāma y'ûmwêro<br>- Intāngo<br>- Intébe ya bigōmbo<br>- Umudĕnde<br>- Agahoro<br>- Agacúmu<br>- Inzogera<br>- Amáhasa<br>Ubu ntā bimazi bafisé |

[23] NDŪWÎMÂNA, Bubērwa, itárikí 12/10/2017
[24] BAPFUBUSA, Bubērwa, itárikí 2/10/2017

### 3.3. Guhâna abageni

Kĕra Ababo băratînya guhâna abageni n'Ábarŭndib'Ímbo. Băvuga ngo uzánye umugoré w'í Ngōzi cânké wó mu Kayānza uba wîkwēgeye akarâmbaraye. Ngo barîgānza gŏse mu rugó, ngo baratânga inzivya (ibihúriko). MATÁMA ati « Abagoré bavá i Ngōzi baratînyitse, kĕnshi ababáfise ntibīgéra báhūza mu rugó, bashāka gutégeka abagabo bâbo.»[25]

NGORÁGOZE nawé ati « Abarŭndib'Ímbo baragōye, umugoré yâmaze gushika mū nzu ntāco ubá ukímukāngīsha, ushāké ukubíte gúte ntāco bimuhĭndura. Twăbīta bā wanzánye kubêra icó umubwĭye cŏse yakúbwīra ati : Wanzánye umbóna.»[26] Abarŭndi b'Ímbo bôbo ntākibázo bări báfise. Bărashîma kuja kurōngorwa Imbo.

**Ikigára**

| Ababo | Abarŭndi b'Ímbo |
|---|---|
| -Kĕra băratînya kurōngora Abarŭndi b'Ímbo ngo batānga ibihúriko<br>- Ubu bamwêbamwé barabarōngora. Abăndi barabînûba | - Ntibĭgeze bátīnya Ababo<br>- N'ŭbu nikó bimezé |

### 3.4. Ibibănza vyūbáhwa

Kuva kĕra na rīndi Abarŭndi murí rusăngi bămye báfise ahāntu būbáha bakōngera bakahûbahiriza. Ababo n'Ábarŭndib'Ímbo bŏse hări ibibănza bŭbaha. NGORÁGOZE ati: « Jēwé nakúze bâmbuza gukândagira uruhafŭ, ahāntu hashīngúye umūntu naráhasónera.»[27]

Ahāntu hatēyé igití c'úmuvumú cânké c'úmurīnzi nahó nyéne hărūbahwa. Bavuga kó cări ikimenyētso c'ûkó hăfubwe umukurambere kăndi băhīta ku kigabiro cîwé. Ahāntu umwămi, umugánwa cânké umuzŭngu yabá hăba hûbashwe, si uwó arí wé wêse yajáyó. Imvá y'úmūntu n'ŭbu iracûbahirizwa cāne gŏse.

[25] MATÁMA, Wandamira, itárikí 13/10/2017
[26] NGORÁGOZE, Rugŏti, itárikí 12/10/2017
[27] NGORÁGOZE, Rugŏti, itárikí 12/10/2017

**Ikigára**

| Ababo | Abarŭndi b'Ĭmbo |
|---|---|
| - Bărūbaha imvá y'úmūntu. N'ŭbu barayûbaha<br>- Bărūbaha ahāntu hatēyé ígití c'úmurīnzi cânké c'úmuvumûvumu ngo ni ikigabiro c'úmukurambere. Ubu ntibahŭbaha.<br>- Bărūbaha i Bwămi, i Butwăre, i Bugánwa eka n'áhăba umuzŭngu | - Bărūbaha imvá y'úmūntu. N'ŭbu barayûbaha<br>- Bărūbaha ahāntu hatēyé ígití c'úmurīnzi cânké c'úmuvumûvumu ngo ni ikigabiro c'úmukurambere. Ubu ntibahŭbaha.<br>- Bărūbaha i Bwămi, i Butwăre, i Bugánwa eka n'áhăba umuzŭngu |

### 3.5. Inyambaro

Ababo n'Ábarŭndib'Ĭmbo bŏse bămbara impŭzu z'íbití imbere y'úmūzo w'ábazŭngu. Zări impŭzu zăkomwa mu gití c'úmumândá n'úmuhoróro. NTAHOKAJÁ ati: « Impŭzu z'íkirŭndi zăva mu mimândá n'ímihoróro. Bărōmora irabura, bakaríharura n'îmbugitá, bagashira ku mukómero bagakóma n'ímăngu, hānyuma bagakânya bakânikira. Icăna rímaze kwûma bakaja kuríziga mu rushānga mumwônga ikamarayó nk'ímĭsi ibiri cânké itatu kugíra ngo izigé nêzá, hānyuma bakarōngorora. Bagasúbīra bakânikira, bagafatīsha, bakanyuka, bagakóma mū mpănde zŏse kugíra yāgŭke, bakanyuka gushika impŭzu inogé. Barahéza bagafáta ibiremo bakabítēranya, bakabarīra n'úmusurúsuru w'úmushīngano basūsûra ku gisurú. Impŭzu bakayiha ubuyōnga bátabura mu mutwé w'íkiremo.»[28]

Umugabo yămbara ipfûndo ririkó ubuyōnga, akarēnzakó umutamana. Ipfûndo n'úmutamana ntivyămbarirwa uruhănde rumwé. Băranyúranya imwé ku rutúgu iyĭndi ku rŭndi. Umugoré nawé nyéne yămbara ipfûndo n'úmutamana. Abâna băgēnda bári ukó Imâna yabáremye. Mugupfûndika igikwĕmu c'úmugabo, băramupîma mu bitúgu kugíra ntīmuroke. Umutamana w'úmugoré bărawushírakó ubuyōnga n'urukēkezo. Abakŏbwa bămbara ubuyōnga n'ágahŭzu gatôya mūsí. Abagoré bărāmbara kăndi umukényero hagatí n'úbuyōnga hamwé n'úmutamana utagirá imihivú. Mu gikiríza bămbara ubuhĕmbe butukúra buvānzé n'úbwĕra bakāmbara amapfûndo abiri n'íbirézi. Abagabo bărāmbara kăndi insâto z'íbikôkó nk'íngwe, icŭya, imfyisí n'íntāma. Abagoré băzihēkamwó abâna. Abazŭngu bámaze kūza, abagabo bămbara utubutura n'údushăti cânké udupĭra. Abagoré bămbara imvutano, abâna nabó bâmbara utubîndo.

---

28 NTAHOKAJA.J.B., *Imigēnzo y'Íkirŭndi*, Bujumbura, 1977, p. 92

**Ikigára**

| **Ababo** | **Abarŭndi b'Ímbo** |
|---|---|
| Kĕra bămbara impŭzu z'ibití:<br><br>- Abagabo bămbara ipfŭndo bakarēnzakó umutamana uríkó ubuyōnga; ipfŭndo ryăgira imihivú yâryo, umutamana imihivú yâwo.<br>- Abagoré bămbara umukényero hagatí, ubuyōnga n'úmutamana utagirá imihivú<br>- Abâna băgēnda ukó Imâna yabáremye.<br>- Abagabo bărāmbara ínsâto z'íbîkôkó nk'íngwe, icŭya, imfyisí n'íntāma. Abagoré băzihēkamwó abâna.<br><br>Abazŭngu bámaze kūza:<br><br>- Abagabo bămbara utubutura, udushăti hamwé n'údupĭra. Bărāmbara utugŏti hamwé n'úturāto bĭta udutântŭfure<br>- Abagoré bămbara imvutano n'ámaguturiyá.<br>- Abâna bămbara utubîndo<br><br>Ubu:<br><br>- Abagabo, abagoré n'âbâna bōse bāmbara impŭzu zitāndúkānye zăkorewe mu mahîngūriro. | Kĕra bămbara impŭzu z'ibití:<br><br>- Abagabo bămbara ipfŭndo bakarēnzakó umutamana uríkó ubuyōnga; ipfŭndo ryăgira imihivú yâryo, umutamana imihivú yâwo.<br>- Abagoré bămbara umukényero hagatí, ubuyōnga n'úmutamana utagirá imihivú<br>- Abâna băgēnda ukó Imâna yabáremye.<br>- Abagabo bărāmbara ínsâto z'íbîkôkó nk'íngwe, icŭya, imfyisí n'íntāma. Abagoré băzihēkamwó abâna.<br><br>Abazŭngu bámaze kūza:<br><br>- Abagabo bămbara utubutura, udushăti hamwé n'údupĭra. Bărāmbara utugŏti hamwé n'úturāto bĭta udutântŭfure<br>- Abagoré bămbara imvutano n'ámaguturiyá.<br>- Abâna bămbara utubîndo<br><br>Ubu:<br><br>- Abagabo, abagoré n'âbâna bōse bāmbara impŭzu zitāndúkānye zăkorewe mu mahîngūriro<br>- Gushika uyu mŭsi harí abarŭndi b'Ímbo bagihēká abâna mū nsâto z'íntāma<br>- Ikĭndi n'ūkó abagoré bājé vubá Imbo bāmbara amadiyorĕni aríko abahásānzwe ntāzo bāmbára. |

### 3.6. Uguhárika

Uguhárika vyămye bíkorwa nâhóbităkorwa na böse. Ababo barakûnda guhárika. NYAGÁHŬNGU ati: "Kĕra indyá zíkiri nyĭnshi guhárika nticări ikibázo, twăbibonamwó inyungú amatōngo yarí yâgutse, twătegerezwa kurōndera abâna cānecâné abahŭngu bó kuyábamwó"[29]. Abarŭndi b'Ímbo bôbó ntibăharika. Murí maké Ababo kuva kĕra eka n'ŭbu barahárika cāne. Abarŭndi b'Ímbo nâhó baharíka si cāne.

**Ikigára**

| Ababo | Abarŭndi b'Ímbo |
|---|---|
| - Kuva kĕra gushika n'ŭbu barahárika cāne. Babigira nk'úmugēnzo kubêra ngo barafíse ivyó babagabúrira | - Kĕra ntibăharika. Ubu ahó bagerêreye Imbo hari abahárika |

### 3.7. Ukwĭta amazína

Intârá y'Ímbo yarúguru ni akarêré gahānā urububíbe n'íbihúgu bibiri Urwānda na Repubulika iharánira Intwâro Rúsăngi ya Kŏngo. Nicó gitumá Ababo tubasăngana amazína mĕnshi atarí ayó ikirŭndi.

Akarorero : Amani, Faïda, Rafiki, Mwajuma, Mwasiti, Sadiki, Riziki, Halimasi, Mawazo, Juma, Mateso n'áyăndi...

Amazína yāmûka mu Rwānda arafíse agacémuka- kiyóngēra kó akăndi gacé. Agacé kĭyóngēra kó kaba kêrekana izína ry'înká cânké ry'úmwămi yĭgeze gutwâra Urwānda.

Akarorero : Mukâkigeri, Mukâbucāna, Mukândóri, Mukâmusóni, Mukâruvuyo.

Hari n'áyăndi atāngúrwa n'agacé ina- ; agacé kiyóngērakó kĕnshi ní izína risānzwé ry'úmūntu cânké ry 'înká.

Akarorero : Inányāmbo, Inángagi, Inányāti,

Hari n'áyăndi mazína atāngúrwa n'ágacé sê- kĭyóngēra kó akăndi gacé. Ako gacé kerekana izína risānzwé.

[29] NYAGÁHŬNGU, Gashíru, itárikí 10/10/2017

Akarorero : Sêbinyĕnzi, Sêmwīzá, Sêmaríza, Sêmasaká, Sêmwīzá,

Ayăndi mazína băyatōra báfatiye ku kūntu umuryāngo ubāyéhó. Nk'úmuryāngo ukenyé bărīta ba NZŌKIRANTÉVYE, uwănkana n'ábăndi (NTĀHOMVŪKÍYE), ukūntu yagôranye mukuvûka (NGŌWENÚBUSÁ), cânké abarí imbere yîwé bârapfûye (NTĀHOMVŪKÍYE).

Hari n'áyăndi mazína arorá kū ntāmbara (NGWĀNO, NKAZAMYĀMPI, BUSHĀRÁ). Hari amazína kăndi yerékana igihe twăva mū ntwâro y'ágacinyizo (BURÎKŪKIYE).

**Ikigára**

| Ababo | Abarŭndi b'Ímbo |
|---|---|
| - Abagoré bafise amazína atāngúrwa n'agacé « muka- na ina- »<br>- Abagabo cânké abagoré barafíse amazína y'ígiswâhilí<br>- Abagabo bărītwa amazína arorá kū ntāmbara<br>- Abagabo cânké abagoré bărītwa amazína yērékana ukūntu umuryāngo wâbo umezé, ukūntu yagôranye mukuvûka, ukūntu abímbere yîwé băpfūye<br>- Abagabo bărītwa amazína yērékana ibihe bíkomâkomeyé vyărānze kăhise k'Uburŭndi.<br>- N'ŭbu ayo mazína barayîta abâna bâbo | - Abagoré bafise amazína atāngúrwa n'agacé « muka- na ina- »<br>- Abagabo cânké abagoré barafíse amazína y'ígiswâhilí<br>- Abagabo bărītwa amazína arorá kū ntāmbara<br>- Abagabo cânké abagoré bărītwa amazína yērékana ukūntu umuryāngo wâbo umezé, ukūntu yagôranye mukuvûka, ukūntu abímbere yîwé băpfūye<br>- Abagabo bărītwa amazína yērékana ibihe bíkomâkomeyé vyărānze kăhise k'Uburŭndi.<br>- N'ŭbu ayo mazína barayîta abâna bâbo |

### 3.8. Umugēnzo wó kwōtsa

Umugēnzo wó kwōtsa bwări bumwé mu buhĭnga abarŭndimurí rusăngi băkorēsha mukuvūra indwâra y'ínyŏnko kugíra umurwâyi umuriro ugabánuke eka areké nó kuméneka umutwé. Băvyīta kurába imyōtso.

BAPFUBUSA ati: "Umūntu afáshwe n'ínyŏnko, băramwŏtsa. Băfata urujo rurīkó amakára, bakakīra uruhĭndu rukwikíye mu kirĭndi c'ígití.Uruhĭndu rúmaze gushûha rúsigaye rúsa n'úrubeyá, bararwăkīra bakadómagura ku mubiri máze umuriro ukagabanuka"[30]. Ukwōtsa vyăkorwa n'ûwó arí wé wĕse atīnyûtse.

30 BAPFUBUSA, Bubērwa, itárikí 2/10/2017

**Ikigára**

| Ababo | Abarŭndi b'Ímbo |
|---|---|
| - Bărabarába imyōtso iyó barwāyé inyŏnko, iyó bamenéka umutwé<br>- Ubu bărabîhévye, bīvūza kwā mugānga. | - Ntāvyo băkora<br>- Băkorēsha iyǐndi mití (ivyătsi) iyó bashākā kuvūra inyŏnko. |

### 3.9. Kunyínyuza arí kwó gusátuza amênyo

Ababo n'Ábarŭndi bōse băranyínyuza amênyo. Ivyo na vyó vyări bífise insígūro. NDŪWÎMÂNA ati: "Kunyínyuza amênyo vyăgira abakŏbwa n'ábahŭngu. Bănyinyuza kugíra babé bēzá, ababábona baboné kó bafisé amênyo mēzá. Kwări ugushariza amênyo. Bavuga kó uwanyínyuje yabá afíse umutíma wó gutânga. Uwufíse inyinyi arámutse atwênze, yarágerageza akērekana yó gusa.Băvyīta kuzítsura cânké ukwĕrekana muzitsa."[31]

Mu kunyínyura băfata akabígitá gakaríshe n'ákabuye k'îsáre bakadōda kūmpéra hēgéreye isāngo ry'âmênyo abiri y'ímbere. Iryînyo rimwé ryōse rikavakó akamănyu, máze hagasigara umwănya hagatí yăyo mênyo.

**Ikigára**

| Ababo | Abarŭndi b'Ímbo |
|---|---|
| - Abahŭngu n'ábakŏbwa bōse băranyínyuza<br>- Abahǐnga b'âmênyo nibó bănyinyura<br>- Ubu bōse bărabihévye | - Abahŭngu n'ábakŏbwa bōse băranyínyuza<br>- Abahǐnga b'âmênyo nibó bănyinyura<br>- Ubu bōse bărabihévye |

### 3.10. Imyūga ibatŭnze

#### 3.10.1. Uburimyi

##### 3.10.1.1. Ivyó barimá

Umwūga wó kurima wămye aríwó utūnzé cāne Abarŭndi murí rusăngi. Iyǐndi myūga yazá yîyongēra kó. Ababo n'Ábarŭndi b'Ímbo bōse băraríma kăndi n'ŭbu bararima imbúto zităndúkănye. Hari imbúto Abarŭndi b'Ímbo băzanye Imbo ari zó amasaká, uburó vyăhora bírimwa ubu vyărībagiwe.

---

[31] NDUWIMANA, Bubērwa, itárikí 12/10/2017

**Ikigára**

| Ababo | Abarŭndi b'Ímbo |
|---|---|
| - Bărima imbúto nyĭnshi: ibitōke, amateke, ibijūmbu, ubuhŏnge, ímyēmbe, ímisígăti, íbigôri, inzúzi, intore, Amasaká, uburó, impōnda.<br>- Ubu amasaká n'uburo ntibikirimwa | - Bărima imbúto nyĭnshi: ibitōke, amateke, ibijūmbu, ubuhŏnge, ímyēmbe, ímisígăti, íbigôri, inzúzi, intore, Amasaká, uburó, impōnda.<br>- Ubu amasaká n'uburo ntibikirimwa |

**3.10.1.2. Ubuhĭnga bwó kurima**

Ababo n'Ábarŭndi b'Ímbo bōse bararima aríko bamwêbamwé barafīse ubuhĭnga bīsângije. Ababo baratúrira ivyătsi mū ndimo bazūye mu kuzimú nk'úrwĭri. Ivyó bātemyé babishira inyuma bakabikorēsha mugukóra umukîko. Umukîko nawó ufasha mu gukĭnga inkúkūrá. Baracá imikōbeko kăndi bagatêra ivyătsi bizibíra inkúkūrá. Bĕnshi ntāmwāvu bashirámwó kubêra hamerá. Abarŭndi b'Ímbo bôbo barashíramwó intabíre. Iyo ntabíre ni iy'îkizŭngu cānké y'íkirŭndi. Kăndi nahó nyéne băracá imikōbeko. Ntibĭgeze báheba intabíre, barayíshiramwó máze bakīmbura cāne.

**Ikigára**

| Ababo | Abarŭndi b'Ímbo |
|---|---|
| - Băratúrira ivyătsi (ibitŏrerwa) nk'úrwĭri bāzūyé mu kurirma<br>- Bărakóra ímíkîko irwānyá ínkúkūrá.<br>- Băracá imikōbeko kăndi bărarêra ivyătsi bikīngá inkúkūrá<br>- Ntā ntabíre băshiramwó kubêra hamerá<br>- Ubu bamwêbamwé barayíshiramwó | - Brashiramwó intabíre<br>- ivyătsi bibí (urwĭri) bărabitúrira<br>- Băracá ímikōbeko<br>- Băratêra ivyătsi bikīngá inkúkūrá cânké bagakóra imikîko mu vyătsi vyătemwe<br>- N'ŭbu barashíramwó intabíre |

**3.10.1.3. Ingéne bărya ivyó bărimye**

Ababo ni abāntu bafisé amēru. Barakûnda umutsíma cāne, bakawukoza inyama kĕnshi. Imyūmbati itētsé ntibăyikūnda aríko băyifungura umutsíma gushika n'ŭbu. Ibijūmbu, amateke, ivyo barabírya aríko babirya bíharuye. Ibiharáge barabifūngura aríko si cāne. Ivyo vyōse băbitēka mū nagá (inkóno y'íkirŭndi ibūmbwé mw'îbŭmba, amasafuriyá ntiyarí bwâzé).

Abarŭndi b'Ímbobăkūnda amateke, ibijūmbu n'ímyūmbati. Ibijūmbu n'ámateke băbirya amagănda (bídaharúye) aríko ubu barabíharura.

Umutsíma w'íbigôri nawó nyéne barawúkūnda cāne bakawukoza kěnshi ibiharage. Murí maké bakūnda imfūngurwa ntângangúvu. Băbirīra bőse ku mibêhé ibūmbwé mwībŭmba

**Ikigára**

| **Ababo** | **Abarŭndi b'Ímbo** |
|---|---|
| - Băkūnda umutsíma w'ímyūmbati cāne n'ŭbu barawúkunda<br>- Bătēka mū nagá bakarīra mu mibêhé<br>- Imfūngurwa ntângangúvu bazifūngura zíharuye kăndi zíkarānze<br>- Baziteka mu nagá cânké mu masafuriya y'íkizŭngu. | - Băkūnda umutsíma w'íbigôri n'ŭbu barawúkūnda<br>- Băbítēka mū nagá, bakabirīra mu mibêhé. Ubu babirīra mu masáhăni.<br>- Băbirya amagănda (amateke, ibijūmbu). Imyūmbati bărayitêka ntibăyirya umutsíma.<br>- Ubu barabíharura |

**3.10.2. Ubwôrōzi**

Ubwôrōzi na bwó nyéne ni umwé mu nyūga yatûnze Abarŭndi murí rusăngi kuva kěra na rīndi. Ababo n'Ábarŭndi b'Ímbo bőse bărōrōra. Ababo barôrōra inká cānecâne mu kiyāya, murí imbo yó mu misózi barôrōra ibitŭngwa bitôbitó nk'ímpené, ingurube, intāma, inkwâvu; inkokó, imbeba z'íkizŭngu. Kěra bărōrōra ubuyâbu, imbwá aríko ubu ntibavyŏrōra. Inká kěra bărazishórera zikaja kurîsha mu mashāmba. Ubu bazigaburirira mu ruhŏngore. Abarŭndi b'Ímbo barôrōra ibitŭngwa bitôbitó: impené, intāma, ingururube, inkwâvu, inkokó n'ímbeba z'íkizŭngu. Ivyo vyőse vyōrōrerwa mu ruhŏngore cânké mū nzu.

**Ikigára**

| **Ababo** | **Abarŭndi b'Ímbo** |
|---|---|
| - Barôrōra inká, impené, intāma, inkwâvu, inkokó, imbeba z'íkizŭngu<br>- Bavyōrōrera mū nzu cânké mū mpŏngore | - Barôrōra vyőse aríko inká ntibazŏrōra bihāgíje<br>- Ibĭndi bitŭngwa bavyōrōrera mū mpŏngore |

**3.10.3. Uburóvyi**

Abarŭndi b'Ímbo ntibarobá. Kíretse kó atabiyága biríyó, basānzwe bádakūndá inyama gőse. Ntā mēru bafisé. Imbo bararóba mū nzûzi zinini nka Gitēnge, Kabúrăntwa.

Hari n'íbiziba bitegá, bikūzuzwa n'âmâzi asēsá avûye murí Rusĭzi. ivyo biziba barabírobamwó, birimwó ifī nyĭnshi zītwá "ingegé" hamwé n'"ísŏmvyi". Barafíse uburyó bwĭnshi bwó kuróba. Hari abakórēsha umugano, igera cânké ubutobero.

"Umugano bawujīsha nk'ágatí k'înzúki bagashiramwó ivyătsi cânké utugegéne tw'ímyūmbati. Ifí zāshikîra bíno ziboná zikîrōngēra zikûzura. Umugano wabá ufáshwé n'úmugozí upfūndítse ku rumāmbo rugumyé bāshīnzé kū nkōmbe. Bákirije bakūmva umugano urémēreye bămenya kó watāshwé, akêgura akîkorera cânké akazitūngīra ku gití akōngera agasiga asúbīye gutéga. Igera băritūngīrakó icâmbo umugozí urifashé uba uhâmbīriye ku gití asubiza hējuru arórēsha inyuma yîwé, hānyumá agasubiza mu mâzi. Haza imwé imwé, agwîje agatêkera agatāha.

Ubutobero nabwó bărasékura ibití bihēndá: ntiruhunwá, imāmbūra, umukoni, umunyáre, ibiháhe n'ímyōkōra aríyó mihogóhogo. Băca bátega imitégo iyó rutēmbá rúja, bûjuje bakêgura bagatāha."[32]

**Ikigára**

| **Ababo** | **Abarŭndi b'Ímbo** |
|---|---|
| - Băroba mū nzûzi nó mu biziba<br>- Bărobēsha umugano, igera n'úbutobero<br>- Ubu bararóba kăndi ubwo buryó bwöse barabúkorēsha | - ntibarobá |

**3.10.4. Uruhĭgi**

Uruhĭgi kuva kĕra rwămye rúkorwa, ukaba wári umwé mu myūga itūnzé Abarŭndi murí rusăngi. Ababo n'Ábarŭndi b'Ímbo bōse bărahîga. Aríko ubu uwo mwūga usa n'úwībagiwe, abagíhīga n'ŭbu ni Abatwá nabó nyéne si cāne.

NTAHOKAJÁ aratúbwīra ukó vyăgēnda: "Umugabo búca ajá guhîga ntarārá ku buriri. Bărāra básēzeranye bakabirāza ku mutíma. Arâye ku buriri ngo agiré icó akorá bwăracá ngo ajé guhîga, aha būbúye bātāngíra ku gíkurikira kigaca kízimāngana ngo baterē bagatēra wé, bikava kw'īsāngānya yarārānye.

Cărazíra bûbuye igikôkó kukívuga izína: icūya băvuga ngo ni amâzi, igihīmbi ngo ni umusihiri, urukwâvu, ingwe, impōngo n'íbĭndi băvyīta inyamâswa, bábivuze amazína bica vyômba bikanyika"[33]

[32] NTAHOKAJÁ.J.B., *Imigēnzo y 'í Kirŭndi*, 1976, pp. 97-98
[33] NTAHOKAJÁ.J.B., *Imigēnzo y' íkirŭndi*, 1976, p.100

MATARÁGWE ati: "Jēwé nakúze dātá ahîga, máze gukúra twărajâna aríko ubu ntāvyo nkikorá. Twăhēngēra hárya mū nyŏmvyi ivyătsi bikanyé kăndi bígifise urume, tukavyûra imbwá máze zikaja imbere. Ico kime nicó cătuma imbwá zûmva ubwăku máze zigakúrikira ahó cācīyé gushika zigishikîye."[34]

Muguhîga băhīgīsha imbwá, ubuhiriri, amacúmu, ibĭndi băbitegēsha imitégo. Hări ibikôkó băhīgīsha amacúmu nk'íngwe, impōngo, ingerégere, imbwĕbwe, ibinyogóto, ibihīmbi kubêra bihāmbâra. Inkwăre, inkwâvu, umusákanyíka, igikara, imbaka, inzoka, ivyo babihigisha ubuhiri. Ingwe, imbaka, ikinyogóto, ifukú bărabitégēsha kăndi imitégo. NTĀNYUNGÚ ati: "Ibikôkó vyăhīgwa kūmvo zitāndúkānye: bimwé băbihīga kubêra vyībá, ibĭndi kubêra birībwá cânké bifisé insâto z'ákamaro."[35]

**Ikigára**

| Ababo | Abarŭndi b'Ímbo |
|---|---|
| - Bărahîga ibikôkó bitāndúkānye. Băbihīga kū mvo zitāndúkānye: kugíra babíryé, kubêra vyībá cânké bifisé insâto z'ákamaro<br>- Ubu bărabihévye kíretse Abatwá nabónyéne si cāne | - Bărahîga ibikôkó bitāndúkānye. Băbihīga kū mvo zitāndúkānye: kugíra babíryé, kubêra vyībá cânké bifisé insâto z'ákamaro<br>- Ubu bărabihévye kíretse Abatwá nabónyéne si cāne |

### 3.10.5. Gutûngānya ahó babá

Hâba ubu cânké kĕra gutûngānya nêza ahó umūntu abá cări igikorwá cĭtwararikwa n'ûwó arí wé wêse. Ivyo navyó vyērekeye ukwûbaka inzu n'úrugó. Mu Burŭndi inzu yó kubámwó n'úmuzĭngi ubá uyíkīkūje vyŏse băvuga kó arí urugó. Urugó kândi rushobora gusígūra abagíze umuryāngo bŏse (Abavyêyi n'âbâna). Ababo kĕra băba mū nzu z'íngōndano cânké z'úmushôngé. Mu kwŭbaka bătema ibití vy'ímikáritŭsi cânké ubŭndi bwôko bw'íbití bakabigegenānga ku rugero rūnganá, máze bakabishīnga bámera nk'ábacá umuzĭngi.

Băca báfata amashānga cânké urubīngo bagasobekeranya hagatí y'ĭvyo bití bishĭnzé máze bakabifatanīsha imisurísuri. Băca bâkīra ivyŏndo bagahóma kăndi bagasiriba. Bámaze guhóma, abĭfise băraréênzakó ingwá yērá abatîfise nabó băyirekeza ukó irí. Hējuru na hó bărabárāta máze bagasakāza ivyătsi (amahuba, imikēnke, ishîngé).

---

[34] MATARÁGWE, Rugŏti, itáriki 11/10/2017
[35] NTĀNYUNGÚ, Bubērwa, itáriki 13/10/2017

Ingōndano nazó mu kuzûbaka bǎfata ibití binonótse bakabishīnga mazé bakabigōnda bikamera nk'úmutégo utezwé igikôkó. Bǎca bábisobekeranya n'útǔndi dutí dutôdutó tunonótse.

Ivyo bíheze bagasobeka ivyǎtsi kū nkîkīro y'ǐvyo bití bigōnzé kugíra bakīngé imbého n'îmvúra eka n'îzûba. Kěnshi bǎca bûbaka urugó rukīkûza iyo ngōndano.

Abazǔngu bámaze kūza ; bǎrīgishije uburyó bwó kwûbaka inzu za kijāmbere arízó bītá ibānda. Zǔbakwa mu matáfāri aturíye cânké mabísi, hējuru bagasakāza amategura cânké amahuba. Imbo haracîbonekeza imishôngé nâhó atarí myǐnshi. Ubu būbaka inzu zā kijāmbere.

**Ikigára**

| Ababo | Abarǔndi b'Ímbo |
|---|---|
| - Kěra bǎba mūnzu z'íngōndano cânké z'ímishôngé, máze bakūbaka urugó ruzikǐkūza<br>- Abazǔngu bámaze kūza bǎrūbatse inzu z'íbānda<br>- Ubu izo nzu z'íngōndano zirîbonekeza hamwêhamwé cānecâne mu batwá<br>- Ubu abǐfise bubakīsha amatáfāri mabísi, aturíye, ivyǒndo cânké isima<br>- Urugó ubu barwūbaka n'ámatáfāri aturíye cânké mabísi | - Kěra bǎba mūnzu z'íngōndano cânké z'ímishôngé, máze bakūbaka urugó ruzikǐkūza<br>- Abazǔngu bámaze kūza bǎrūbatse inzu z'íbānda<br>- Ubu izo nzu z'íngōndano zirîbonekeza hamwêhamwé cānecâne mu batwá<br>- Ubu abǐfise bubakīsha amatáfāri mabísi, aturíye, ivyǒndo cânké isima<br>- Urugó ubu barwūbaka n'ámatáfāri aturíye cânké mabísi |

## 3.11. Kumara imǎnza

### 3.11.1. Imǎnza zērékeye kuvûka

#### 3.11.1.1. Ukwāramira umuvyêyi nó kumusohora

#### 3.11.1.1.a. Kwāramira nó gusohora uwavyâye umwé

Yâba umuvyêyi yavyāyé umwé cânké amahása bōse bǎrabǎramira. Umǔsi wó gusohora umuvyêyi, umwâna yabá arí ku rutaro bâmumōye. Murí ico gihe hǎba hári abâna běnshi báfise urwēyo, umwâna nawé arí ku rutaro bagaca bárumukīkiza máze bakamúgosōra.

Ivyo bíheze, abo bâna bǎrabahá indyá bakaryá abakúze na bó bakabáha inzogá bakanywá. Uwavyâye umwé bǎmwāramira indwi imwé gusa.

**Ikigára**

| **Ababo** | **Abarŭndi b'Ímbo** |
|---|---|
| - Băramwăramira indwi imwé<br>- Umwâna bămushira kurutaro kăndi akaba amôye ku mũsí wó kumusohora<br>- Umwâna băramugósōra akîkijwe n'úrwēyo kăndi bămugosōrera hānzé<br>- ivyo bíheze abakúze băranywá, abâna bakaryá<br>- Ubu ntibakibikurikiza | - Bămwāramira indwi imwé<br>- Umwâna bămugosōra akîkijwe n'ûbwôko bwĭnshi bw'îndyá<br>- ivyo bíheze abâna băraryá, abakúze bakanywá<br>- Ubu ntibakibikurikiza |

**3.11.1.1.b. Kwāramira nó gusohora uwavyâye amahása**

Uwavyâye amahása bămwāramira indwi zibiri bakavuga kó imwé arí iya Bukurú iyĭndi arí iya Butōyí. NGORÁGOZE[36] ati:"Akívyāra bătāngura kuyávyina, imiryāngo igakórana, bakāzana indyá z'ûbwôko bwŏse, bakazívānga, bakabitēka bávuga bati 'Muzé mwēré, mwērére Uburŭndi'.Inzogá z'ámasaká, inzogá z'íbitōke zikanyôbwa. Háheze imĭsi 14, ab'íwăbo w'úmukŏbwa bakāzana imibĭndi y'ínzogá hamwé n'îndyá. Izo ndyá n'ínzogá vyĭtwa amararí. Abó iwăbo n'úmuhŭngu nabó nyéne băba bâtégūye inzogá n'îndyá. Kurí uyo mŭsi băba bâshashe mu gikāri (mu rugó) ibirago, bakāzana yâmahása bakayaryāmikakó, nyina na sé wăyo mahása băba bîcaye ku ruhănde, sé atûmbēreye Bukurú Nyina atûmbēreye Butōyí. Hăca hâza umūntu yabá yátōwe mu muryāngo w'úmuhŭngu n'úmukŏbwa. Umwé agaha indyá sé wăyo mahása uwŭndi agaha nyina wâyo. Abîyeretsi nabó băba bárikó baravyína bati: 'Ni mwēré mwērére Uburŭndi'. Iivyo bíheze abāri ngăho bŏse băca bîcara bagatângura kunywá n'úkuryá. Amahása băyāramira indwi zibiri."

[36] NGORÁGOZE, Rugŏti, igenekerezo ryā 12/10 /2017

**Ikigára**

| Ababo | Abarŭndi b'Ímbo |
| --- | --- |
| - Băyāramira indwi zibiri<br>- Umŭsi wó gusohora amahása băsasa íbirago bakaryāmíkakó ayo mahása, sé na nyina wâyo báyīcaye iruhănde, sé atûmbereye Bukurú nyina nawé atûmbereye Butōyí.<br>- Băca bábaha indyá n'íbinyŏbwa (inzogá y'ámasaká cânké y'íbitōke).Băbihābwa n'âb'í wăbo w'úmuhŭngu n'úmukŏbwa. Abîyeretsi nabó băba báriko baravyína<br>- Bíheze abări aho bōse băranywá bakōngera bakaryá.<br>- Ubu ntibakibikurikiza.<br>- Hari abayásohora hácīye igihe kiníni cāne. | - Băyāramira indwi zibiri<br>- Umŭsi wó gusohora amahása băsasa íbirago bakaryāmíkakó ayo mahása, sé na nyina wâyo báyīcaye iruhănde, sé atûmbereye Bukurú nyina nawé atûmbereye Butōyí.<br>- Băca bábaha indyá n'íbinyŏbwa (inzogá y'ámasaká cânké y'íbitōke). Băbihābwa n'âb'í wăbo w'úmuhŭngu n'úmukŏbwa. Abîyeretsi nabó băba báriko baravyína<br>- Bíheze abări aho bōse băranywá bakōngera bakaryá.<br>- Ubu ntibakibikurikiza.<br>- Hari abayásohora hácīye igihe kiníni cāne.<br>- Kĕra băkorēsha inzogá y'ámasaká gusa.<br>- Ubu barakorēsha n'îy'íbitōke |

### 3.11.2. Imănza zērékeye gushīnga umuryāngo

#### 3.11.2.1. Ukurésha

Kĕra hăresha sé w'úmuhŭngu. Yashîma umugeni agashīma n'îtûnga. BAPFUBUSÁ ati: "Uyu mugoré wānje uboná turí kumwé si jēwé namúreheje, twăgīye gutângura kuvúgana ndámurōngoye, nó mū nzira túgōmba guhûra umwé yacá afáta akayira kîwé"[37]

NTAHOKAJÁ[38] na wé ati: "Kĕra hăresha sé w'úmuhŭngu. Yashîma umugeni agashīma n'îtûnga. Umuhŭngu adafisé sé yatúma séwăbo. Báramutse bámwēmereye, sé w'úmukŏbwa cânké nyina wîwé băragênda bakamera nk'ábahíta, bakagēndūra itōngo ryā sênāká yaréheje, bakarāba kó atūnzé inká, básānze atázifíse eka atâ n'ítōngo rimerá afisé umukŏbwa ntiyajáyó. Hāmbere hahisé imiryāngo mugusabana abageni yarâba ubwôko, itêká hamwé n'índero y'í wăbo w'úmuhŭngu n'úmwĭgeme, ubwîzá băbwītahó n'úkubâye. Umureshá ntiyabímenyēsha sé w'úmukŏbwa, yabímenyēsha nyina wîwé akaba arí wé abimenyêsha umugabo wîwé.

[37] BAPFUBUSÁ, Bubērwa, itárikí 2/10/2017
[38] NTAHOKAJA J.B, *Imigenzo y'Ikirundi*, Bujumbura, 1976 , p. 26

Ivyo rĕró sé na nyina b'úmwĭgeme bâbishĭmye bărabiményēsha umureshá bakajāna inzogá n'înkwâno"[39]

Ubu ibĭntu vyărahîndutse, umuhŭngu niwé yĭréhereza máze akamenyēsha abavyêyi hágeze kó bamukoréra urubănza.

**Ikigára**

| Ababo | Abarŭndi b'Ímbo |
|---|---|
| - Kĕra hăresha sé w'úmuhŭngu<br>- Umuhŭngu yabwîra nyina nawé akabwīra umugabo wîwé<br>- Kĕra bărāba itûnga (inká, amatōngo)<br>- Bărāba kăndi indero y'úmuryāngo w'úmuhŭngu n'úmukŏbwa.<br>- Ubu umuhŭngu niwé areshá abavyêyi bamufasha urubănza. Itûnga ntibarishíra imbere cāne | - Kĕra hăresha sé w'úmuhŭngu<br>- Umuhŭngu yabwîra nyina nawé akabwīra umugabo wîwé<br>- Kĕra bărāba itûnga (inká, amatōngo)<br>- Bărāba kăndi indero y'úmuryāngo w'úmuhŭngu n'úmukŏbwa.<br>- Ubu umuhŭngu niwé areshá abavyêyi bamufasha urubănza. Itûnga ntibarishíra imbere cāne |

### 3.11.2.2. Gusaba umugeni

Hâba imbere y'úmūzo wábazŭngu gushika kurí iyi sahá umugēnzo wó gukwá urakórwa NYABĔNDA[40]ati :

"Abazŭngu bátarâza abĭgeme băkōbwa ibĭntu bitāndúkānye, inká zăkōbwa umwĭgeme iwăbo bĭfíse cāne, abāntu bageréranye băkwa amasúka cúmi y'ímijōjo atarâkóra hāsí, umwôro nawé yakwá atānu. Hari abăkwa ubuná, guhêra kūngoyi. Abatwá băkwa impené. Umutwá atūnzé yarákwá impené zitātu, umwôro nawé yarákwá zibiri cânké imwé. Hari n'ábăkwa umugōnzo aríwó mûnyu w'ŭbu. Abămi bărakwá inká cúmi cânké zirēngá, abagánwa nabó nyéne băkwa inká cúmi cânké zirēngá. Abazŭngu ahó bāzíye, băkwa amaherá (urufarânga rumwé cânké rurēngá bívānye n'úmuryāngo w'úmukŏbwa, bagaca bátānga kăndi inzogá cúmi na zíbiri mu birĭngo bitāndátu kubêra batărēnza zibiri. Umŭsi w'úgusaba umugeni, bărārayó bakarāra bánywa bôngera bárya. Mu mĭsi ya nône bakwa amaherá, izo nkwâno na zó zikavāna n'ûmwûmvīkano hagatí y'ímiryāngo y'úmuhŭngu n'úmukŏbwa nâhó harí abavyêyi bamwêbamwé bashīngá igicîro c'înkwâno bakenéye ku bĭgeme bâbo."

[39] NTAHOKAJÁ.J.B., *Imigēnzo y'ikirŭndi*, Bujumbura, 1976, p.26
[40] NYABENDA, Rugŏti, itariki 11/10/2017

**Ikigára**

| Ababo | Abarŭndi b'Ímbo |
|---|---|
| - Kĕra băkwa amasúka, inká, ubuná, impené, imihoro, ingoyi,<br>- Abazŭngu báshitse bărakwá ifarânga rimwé cânké rirēngá ríherekejwe n'ínzogá cúmi na zíbiri<br>- Ubu bakwa amaherá mĕnshi cāne aríko izonkwâno zivāna n'ûmwûmvīkano w'ímiryāngo y'úmuhŭngu n'úmukŏbwa | - Kĕra băkwa amasúka, inká, ubuná, impené, imihoro, ingoyi,<br>- Abazŭngu báshitse bărakwá ifarânga rimwé cânké rirēngá ríherekejwe n'ínzogá cúmi na zíbiri<br>- Ubu bakwa amaherá mĕnshi cāne aríko izonkwâno zivāna n'ûmwûmvīkano w'ímiryāngo y'úmuhŭngu n'úmukŏbwa |

### 3.11.2.3. Kujāna umugeni

BAPFUBUSÁ[41] aratúbwīra ukó vyăgēnda "Twăragênda ku Bagánwa tukîyandikīsha, nka jêwé năndikiwe kwā BARĂNYANKA ahó yabá kw'ī Rābiro. Túvūye kwāndikwa sé w'úmukŏbwa yacá atôra abajâna umugeni. Umugeni bămūzana kukagórōba bakamushikana búhwībīye. Umugeni yashíkira kw'ī rêmbo akīnjira arûkó bāzanyé inká y'î rêmbo iríkumwé n'ígisābo akabona kwînjira."

NTAHOKAJÁ[42] na wé ati: "Ubwāmbere yashíkira mū nzu kwā sêbukwé, amáze guhâbwa impŭzu akabona kwĭnjira mū nzu iwé. Băca bátōra umūntu amucá impŭzu ni ukuvúga azimwâka afyîkīriye akízica bagaca bámutērerakó izĭndi, ico gihe rēró aba arôngowe, Kirānga akavumēra. Yagênda yâmbaye impŭzu z'înyagití zizizé n'ámarăngi y'úrushānga bakazisīga amavúta y'înká kugíra zigēndé zíyagagira." Ubu vyărahîndutse barāndikwa murí Komĭne bakaragana mu rushēngero kăndi umugeni bamujāna ku murāngo.

[41] BAPFUBUSÁ, Bubērwa, itárikí 2/10/2017
[42] NTAHOKAJÁ.J.B., *Imigēnzo y'Ikirŭndi*, Bujumbura, 1976, p. 30

**Ikigára**

| Ababo | Abarŭndi b'Ímbo |
|---|---|
| - Kĕra bĭyandikīsha i bugánwa<br>- Umukŏbwa bămushikana búhwībiye ahérekejwe n'ábāntu sé wîwé yatōyé<br>- Yagênda yâmbaye impŭzu z'înyágití zisīzé amavúta y'înká<br>- Ubu barāndikwa murí Komîne bakaragana mu rushēngero kăndi umugeni bamujāna ku murāngo | - Kĕra bĭyandikīsha i bugánwa<br>- Umukŏbwa bămushikana búhwībiye ahérekejwe n'ábāntu sé wîwé yatōyé<br>- Yagênda yâmbaye impŭzu z'înyágití zisīzé amavúta y'înká<br>- Ubu barāndikwa murí Komîne bakaragana mu rushēngero kăndi umugeni bamujāna ku murāngo |

**3.11.2.4. Kwûbakira**

Nâhó umugēnzo wó kwŭbakira utagikurikizwa, imbere y'úmūzo w'Ábazŭngu warákórwa cāne. NTĀBĂNGANA[43] ati:

"Umuhŭngu yŭbaka iruhānde ya sé wîwé. Bíshitse sé w'úmuhŭngu akaba yîfise yarámwŭbakira inzu akamúha ibikénewe vyöse. Amáze kumwûbakira yarámuhá igisaté c'ítōngo ry'íbitōke, ikivi c'úbwătsi bwó kurima, akamúha n'înká yó kumusohora."

Aríko ubu vyărahînditse umuhŭngu arashóbora kwûbaka ahó ashākâ höse kăndi ubu bĕnshi ni bó bīrônderera uburyó bwó kwûbaka bwöse.

**Ikigára**

| Ababo | Abarŭndi b'Ímbo |
|---|---|
| - Kĕra umuhŭngu yŭbaka iruhănde ya sé wîwé.<br>- Sé yaráshobora kumwûbakira akamúha itōngo n'înká vyó kumusohora iyó yīfise.<br>- Ubu kĕnshi umuhŭngu ni wé yīménya kândi yubaka ahó ashākā | - Kĕra umuhŭngu yŭbaka iruhănde ya sé wîwé.<br>- Sé yaráshobora kumwûbakira akamúha itōngo n'înká vyó kumusohora iyó yīfise.<br>- Ubu kĕnshi umuhŭngu ni wé yīménya kândi yubaka ahó ashākā |

[43] NTĀBĂNGANA, Bubērwa, igenekerezo ryā 9/10/2017

### 3.11.2.5. Gusohora abageni ngo bagēndé gukóra

NTĀNYUNGÚ[44] ati: "Umuhǔngu n'úmukǒbwa bámaranye indwi, hǎza umuhǔngu n'úmukǒbwa báfise imitsīnda y'íbitōke. Umuhǔngu afáshijwe n'úwǔndi musóre bagatérura uwo mutsīnda w'ígitōke bǒse bâfáshe bakawutereka mu kinogó, máze bagafurira bǒse báfashe umuhíni w'îsúka. Umukǒbwa nawé nyéne uko nyéne afáshijwe n'úwǔndi mwǐgeme. Uyo mǔsi bǎca bágorōbeza bákora iruhǎnde yu rugó". Aho bǎba bábasohoye ngo bagēndé gukóra.

**Ikigára**

| Ababo | Abarǔndi b'Ímbo |
|---|---|
| - Bǎja gukóra háheze indwi<br>- Umuhǔngu n'úmukǒbwa bǎbafatīsha ísúka, bakīmba íkinogó, bagatêramwó umutsīnda, máze bagafurira umuhǔngu afáshe isúka n'úwǔndi muhǔngu yâmufáshije, umukǒbwa uko nyéne<br>- Ubu ntāvyo bagikorá | - Bǎja gukóra háheze indwi<br>- Umuhǔngu n'úmukǒbwa bǎbafatīsha ísúka, bakīmba íkinogó, bagatêramwó umutsīnda, máze bagafurira umuhǔngu afáshe isúka n'úwǔndi muhǔngu yâmufáshije, umukǒbwa uko nyéne<br>- Ubu ntāvyo bagikorá |

### 3.11.2.6. Gushírira inkóno ku zîko abageni

CŪBWÁ[45]ati: "Inábukwé ni wé yazána inkóno, umukazâna na inábukwé bagatérura inkóno umwé wêse yâfáshe kuruhǎnde bagashira ku zîko akavuga ati: 'Ndagushikirije, urērerwa mū vyó kuryá muzá gutêka n'úmugabo wāwé'". Iyo nkóno yabá irímwó indyá zibísi, zǎca zígumamwó, umukazâna akazítēka. Ubu ntibigikorwa hariababáha inkóno atândyá zirímwó aríko nahó nyéne si bǒse babigirá.

[44] NTĀNYUNGÚ, Bubērwa, itárikí 13/10/2017
[45] CŪBWÁ, Bubērwa, itárikí 13/10/2017

**Ikigára**

| Ababo | Abarŭndi b'Ímbo |
|---|---|
| - Abageni băhābwa inkóno na inábukwé w'úmukŏbwa<br>- Yazána inkóno irímwó indyá mbísi, umukazâna agatérura afādikanije na inábukwé, máze bagatereka ku zîko.<br>- Izondyá umukazâna yacá azítēka bakazifūngura n'úmugabo wîwé<br>- Ubu ntāvyo bakorá<br>- Hari ababáha inkono igarágara | - Abageni băhābwa inkóno na inábukwé w'úmukŏbwa<br>- Yazána inkóno irímwó indyá mbísi, umukazâna agatérura afādikanije na inábukwé, máze bagatereka ku zîko.<br>- Izondyá umukazâna yacá azítēka bakazifūngura n'úmugabo wîwé<br>- Ubu ntāvyo bakorá<br>- Hari ababáha inkóno igarágara |

**3.11.2.7. Kugera uruhīmbi**

Uruhīmbi kări agasēnge bŭbaka iruhănde y'îzîko máze bakakabīkakó ibikórēsho vyó mu gikó (inkóno, imibêhé, imihîmbabwêze, cânké imishōka, n'íbĭndi). Abarŭndi b'Ímbo uruhīmbi bărwīta igiseráma.

CŪBWÁ[46] ati : « Umŭsi băshirira inkóno ku zîko abageni, băca bábaha ibikórēsho vyó mu gikó vyöse. Nyina w'úmuhŭngu yabá yabíkoranirije ku rutaro, umukazâna na inábukwé bagatérura bōse rwâ rutaro ruríkó ibikórēsho bagatereka ku ruhīmbi». Aho yabá agéze uruhīmbi. Uwo mugēnzo ntukibahó ubu abāntu bakorêsha imêza, ububăti, ni vyó babīkakó ibikórēsho vyó mu gikó. Ikĭndi ni ukó ubu abāntu badakorêsha inkóno z'íkirŭndi n'úwurámutse ayíkorēsha ntayitéreka ku mêza kubêra iríko umusyīri. Amasafuriya cânké amasáhāni y'íkizŭngu ni yó bashīngúra ku mêzá cânke mu kabāti. Hari n'ábasása umukéka hāsí máze bakabīkakó ibikórēsho vyó mu gikó.

46CŪBWÁ, Bubērwa, itáriki 11/10/2017

**Ikigára**

| Ababo | Abarŭndi b'Ímbo |
|---|---|
| - Umŭsi băshirira inkóno abageni ku zîko nihó băgera uruhīmbi<br>- Nyina w'úmuhŭngu yafáta ibikórēsho vyó mu gikó (inkóno, imibêhé, imihîmbabwêze, n'íbĭndi máze akavyēgeraniriza ku rutaro, afádikanije n'úmukazâna bagatérura bagatereka ku ruhīmbi<br>- Ubu ntā vyo bagikorá. Ibikórēsho babibīka ku mêzá cânké mu bubāti<br>- Hari n'ábabísukūra bakabibīka mū nganógano<br>- Abakórēsha inkóno bazībīka impănde y'îzîko kăndi hāsí. | - Umŭsi băshirira inkóno abageni ku zîko nihó băgera uruhīmbi<br>- Nyina w'úmuhŭngu yafáta ibikórēsho vyó mu gikó (inkóno, imibêhé, imihîmbabwêze, n'íbĭndi máze akavyēgeraniriza ku rutaro, afádikanije n'úmukazâna bagatérura bagatereka ku ruhīmbi<br>- Ubu ntā vyo bagikorá. Ibikórēsho babibīka ku mêzá cânké mu bubāti<br>- Hari n'ábabísukūra bakabibīka mū nganógano.<br>- Abakórēsha inkóno bazibīka impănde y'îzîko kăndi hāsí. |

### 3.11.3. Imănza zērékeye urupfú

#### 3.11.3.1. Gusândāba

Umūntu asândāvywe băramwĕgeranya bakamuhwāmika ingóhe máze bakamusīga amavúta. NTAHOKAJÁ[47] ati: "Umugabo amáze gucîkāna abâna băza umwûmwé kumusīga amavúta yērá. Abahŭngu bămusīga mu ruhănga, ku mutíma, mu butîkórwa nó ku birēnge. Bărōngera bakamukoza ingásiro mu ruhănga bávuga bati 'Urānyerera'. Abakŏbwa bămusīga amavúta yērá mu bwôro bw'íkirēnge gusa, bakamukoza ingásiro mu minwe bávuga bati 'Urānyerera'. Nyéne gupfá asânzwe yárabânzwe băramurába ingwá y'ívyănsi. Ivyo bíheze ni hó bărekurirwa kurira bávuza indûru. Băca bátegūra kumufuba."

NTĀNYUNGÚ[48] na wé ati: "Kĕra umūntu bămufuba mu hirá, mūntabá y'úrugó. Bămufuba mu kirago, mu ruhafŭ bagasasayó ivyătsi cânké ibihŭnda. Hari n'ábăshirayó amahubáhuba. Mu kumushikana ku ruhafu bămuterura n'ámabóko, abagabo batāndátu bagaságasira bagahitira bárāmbika mu kinogó bīmvyé. Mūnyuma băhavūhe báfuba mu matōngo y'ábapfūye (amarīmbi). Mukugishikana kw'īrīmbi, ikizíga băgiterura kū ndéruzo kubêra hāba arí kure. Kuva umŭsi bamufubá ntākīntu căsubīra gukórwa, băragândārira uwahwêreye.

[47] NTAHOKAJÁ.J.B., Imigēnzo y'íkirŭndi,Bujumbura 1976, p. 41
[48] NTĀNYUNGÚ, Bubērwa, itárikí 13/10/2017

Umugabo bămugāndārira imĭsi itāndátu, umugoré imĭsi itānu. Ubu abăpfūye babafuba mw'ītōngo ry'ábăpfūye cânké i muhira. Abĭfise babafuba mw'īsândugú kăndi hāsí bagasasayó ivyătsi. Kugāndāra ntivyăhīndutse ni imĭsi itāndátu iyó arí umugabo, itānu iyó arí umugoré."

**Ikigára**

| Ababo | Abarŭndi b'Ímbo |
|---|---|
| - Kĕra umūntu bămufuba mu kirago mu ruhafú nahó bagasasayó ivyătsi, ibihŭnda cânké ibihubáhuba<br>- Bămufuba muhirá mūntabá y'úrugó<br>- Ikizíga băgiterura n'ámabóko, bagaságasira arí nk'ábagabo ba 6 băhita bárāmbika mu ruhafú<br>- Mū nyuma băhavūye báheba gufuba i muhirá máze babafuba kw'īrīmbi. Ikizíga băgiterura kū ndéruzo<br>- Guhêra uyo mŭsi bamufubá ikigāndāro c'ímĭsi itāndátu ku mugabo n'ĭtānu ku mugoré căca gítāngura.<br>- Ubu babafuba kw'īrīmbi. Birashika bagafuba i muhirá aríko ntíbirwīríye cāne | - Nicó kimwé. Kĕra umūntu bămufuba mu kirago mu ruhafú na hó bagasasayó ivyătsi, ibihŭnda cânké ibihubáhuba<br>- Bămufuba mu hirá mū ntabá y'úrugó<br>- Ikizíga băgiterura n'ámabóko, bagaságasira arí nk'ábagabo ba 6 băhita bárāmbika mu ruhafú<br>- Mū nyuma băhavūye báheba gufuba i muhirá máze babafuba kw'īrīmbi. Ikizíga băgiterura kū ndéruzo<br>- Guhêra uyo mŭsi bamufubá ikigāndāro c'ímĭsi itāndátu ku mugabo n'ĭtānu ku mugoré căca gítāngura.<br>- Ubu babafuba kw'īrīmbi. Birashika bagafuba i muhirá aríko ntibirwīríye cāne |

### 3.11.3.2. Kunywá amatá

BAPFUBUSÁ[49] aratúbwīra ukó vyăgēnda "Umŭsi wó kunywá amatá twăwīta kăndi kwîyuhagira cânké kwîsukakó ibiróhe. Abó mu rugó bŏse hamwé n'ábăfashije ikigāndāro ku mugórōba búca banywá amatá bărīharaguza mu gitôndo bakazīnduka kwîtēra ibiróhe mu mwônga. Abagabo băja mu mwônga, abagoré nabó bakayītērera i muhirá."

Ku musáse, abāntu bâmaze gukórana, bărāzana imibíra igizwén'ínzogá y'împéke cânké y'íbitōke, hăbānza kunywá abâna basigwá na nyakwīgēndera, abo bănywēshwa n'úmūntu wó mu muryāngo wa sêrugó. Bărabahá n'îndyá (Ibitōke n'ínyama) bagakóza. Bábejeje abări ngăho bŏse bakanywá, bakaryá máze ijāmbo rikavúgwa. Inárugó yarávúga iyó atāmuhŭngu akuzé afisé. Iryo jāmbo hăvugwamwó cānecâne isāngo ryó kumarirwa.

[49] BAPFUBUSÁ, Bubērwa, itáriki 2/10/2017

**Ikigára**

| **Ababo** | **Abarŭndi b'Ímbo** |
|---|---|
| - Bázīnduka bánywa amatá băgorōbeza bîharaguza mu gitôndo bakazīnduka kwîtēra îbíróhe.<br>- Abagabo băja ku mwônga, Abagoré băguma imuhirá<br>- Ababânyi bărazána inzogá (y'împéke cânké y'íbitōke) băzīta imibíra.<br>- Abâna b'úmuhísi bărabahá inzogá n'ínyama, bábihāwe n'úmūntu yatōwé i bugabo, agahēra kurí mukurú agahereza kurí mutôyá.<br>- Báhejeje abahári böse băca bîcara bakanywá.<br>- Hăca hávugwa ijāmbo ry'ŭwo mŭsi, umugoré atâmuhŭngu akuzé afisé yarávuga ijāmbo.<br>- Iryo jāmbo ryăba ryêrekeye kumenyēsha umŭsi wó kumarirwa.<br>- N'ŭbu bikorwa uko nyéne | - Bázīnduka bánywa amatá băgorōbeza bîharaguza mu gitôndo bakazīnduka kwîtēra îbíróhe.<br>- Abagabo băja ku mwônga, Abagoré băguma i muhirá<br>- Ababânyi bărazána inzogá (y'împéke cânké y'íbitōke) băzīta imibíra.<br>- Abâna b'úmuhísi bărabahá inzogá n'ínyama, bábihāwe n'úmūntu yatōwé i bugabo, agahēra kurí mukurú agahereza kurí mutôyá.<br>- Báhejeje abahári böse băca bîcara bakanywá.<br>- Hăca hávugwa ijāmbo ry'ŭwo mŭsi, umugoré atâ muhŭngu akuzé afisé yarávuga ijāmbo.<br>- Iryo jāmbo ryăba ryêrekeye kumenyēsha umŭsi wó kumarirwa.<br>- N'ŭbu bikorwa uko nyéne |

### 3.11.3.3. Ukumarira

NYAMUYĀGWA[50] aratúbwīra ukó vyăgēnda: "Ku mŭsi wó kumarirwa ntāmajāmbo mĕnshi yavúgwa. Ababânyi bărazána inzogá hamwé n'îndya.Bámaze kunywá nó gufŭngura, umuhŭngu mukurú băca bámuha icúmu ryā sé akaba abâye samúragwá. Uwo muhŭngu niwé yacá adôndagura abó sé yarăheraniye, máze bakazōbisubizwa, uwubêshe bakamwîyámiriza. Umwâna apfûye ntibămarirwa, băca kumâzi gusa, umusóre yári amáze kurōngora atárâvyâra umwâna băca kumâzi kăndi bikabēra umŭsi umwé. Uwutágirá abîwé ntibămarirwa."

[50]NYAMUYĀRWA, Wandamira, itáriki 14/10/2017

**Ikigára**

| Ababo | Abarŭndi b'Ímbo |
|---|---|
| - Ntāmajāmbo mĕnshi yavúgwa<br>- Incutí,ababânyi n'ábagēnzi bărāzána ínzogá<br>- Uwatôwe mu muryāngo agafáta ijāmbo mūntūmbēro yó gushikiriza umuhŭngu mukurú icúmu ryā sé. Bámaze kurímushíkiriza yabá abâye samúragwá<br>- Uwo muhŭngu mukurú yacá asába abări ngăho bōbá bâri báfitiwe umwênda n'úmuhísi kó bōbivugá.<br>- Uwo batāzí cânké uwubêshe bakamwîhákana,uwurí mukurí akazōsubizwa utwîwé<br>- N'ŭbu baramarirwa | - Ntāmajāmbo mĕnshi yavúgwa<br>- Incutí,ababânyi n'ábagēnzi bărāzána ínzogá<br>- Uwatôwe mu muryāngo agafáta ijāmbo mūntūmbēro yó gushikiriza umuhŭngu mukurú icúmu ryā sé. Bámaze kurímushíkiriza yabá abâye samúragwá<br>- Uwo muhŭngu mukurú yacá asába abări ngăho bōbá bâri báfitiwe umwênda n'úmuhísi kó bōbivugá.<br>- Uwo batāzí cânké uwubêshe bakamwîhákana,uwurí mukurí akazōsubizwa utwîwé<br>- N'ŭbu baramarirwa |

# IKIGABÁNE CĀ KÁNE: INGÉNE ABABO BŬNZE UBUMWÉ BŌNGERA BAHĀNA UBUCUTÍ N'ÁBARŬNDI B'ÍMBO

Murí iki kigabáne, tuja kurāba ingéne Ababo n'Ábarŭndi b'Ímbo băhānye ubucutí bōngera būnga ubumwé. Ahó tujá kubóna imicó n'ímigēnzo băhānye dúfatiye kū nyambaro, uguhâna imbúto, ubuhĭnga bwó gutégūra ibifŭngurwa nó kubifŭngura. Turaja kubóna kândi ingéne bĭgīshanije gufuba umūntu n'úkūntu băhanahānye ibikórēsho vyó kugemura. Hari kăndi n'úguhárika, ubuhĭnga bwó kurima eka n'úbuhĭnga bwó kwŭbaka inzu. Aho ntitwībágiye ubuhĭnga bwó kuvūra, ukwĭta amazína hamwé nó kujāna umugeni.Turôngera kăndi tuboné imigēnzo Ababo batăhānye n'Ábarŭndi b'Ímbo.

## 4.1. Muguhâna abageni

Nīmbá Ababo n'Ábarŭndi b'Ímbo bârahânye abageni, ico ni ikimenyētso gikoméye c'úbucutí n'úbumwé burí hagatí yâbo. Ababo n'Ábarŭndi b'Ímbo bărashóboye gufátana mūnda eka mu budása bwâbo, mu busŭmbasūmbane bwâbo, vyăbatēye kăndi vyōngera bibaha inguvú zó kwĭtēza imbere mu vy'úbutûnzi eka nó mu miryāngo. Vyăbafashije kwăgura imiryāngo, umunyakayānza arōnka umuryāngo mu CÍBITŌKE, umunyâcíbitōke na wé ararōnka umuryāngo mu Kayānza gútryo imiryāngo, incutí n'ábagēnzi baba baragwīriye.

Abarŭndi bărayamáze bati: "Agasúka kabagára ubumwé ni akarēnge" kăndi ngo: "Akanyoni katagurútse ntikamenyá iyó bwēzé"

Nk'ûkó twābabwĭye turikó túgereranya Ababo n'Ábarŭndi b'Ímbo ku bijânye n'úguhâna abageni, Ababo băratînya kurōngora Abarŭndi b'Ímbo abarŭndi. Mugihe Abarŭndi b'Ímbo bôbó bīfûza kubá Imbo. Ivyo vyărahavûye birahéra, baratînyūkana, barūnga úbumwé, barahâna abageni máze imiryāngo irâguka.

## 4.2. Muguhâna imigēnzo

Nk'ûkó tubĭzi, iyó abāntu basānzwé bábāna, uyu cânké urĭya yávūye ahăndi aríko bagahūrira ahāntu ndetsé bagahava bábāna, usānga umwûmwé wêse afíse imicó n'ímigēnzo imurănga. Ukó imĭsi iherá ni kó abo bāntu bāndúzanya ingeso máze uyu akarōnka ingeso akūyé ku wŭndi gúrtyo gúrtyo.

Haba hásigaye kurí umwûmwé wêse kurāba ikibêreye ashobóra gukûra ku wŭndi afátiye kū mvúgo, kū nyambaro, kū ntâmbuko ukūntu abāyéhó eka murí maké ivyo vyōse akorá bijānyé n'ákarānga kîwé.

Kubwā J.M. ABANDA NDENGWE[51]: "Akarānga ni ivyo bīntu vyöse birāngá ukūntu umūntu abāyéhó: imvúgo, imyambaro (kwāmbara amaguturiyá, umwîsobekēro), ukwîmōsha, ugutâmbuka, n'íbǐndi, máze bikadôndōra imyîfato yîwé."

Ababo n'Ábarŭndi b'Ímbo bǎrahânye imigēnzo umwé wëse yarárônse ivyǎmunēzereje ku ruhǎnde rw'úwŭndi máze arabíbīka kǎndi yōngera arabigēndera. Bisigūra kó yâba umubo, yâba umurŭndi w'Ímbo uwó arí wé wëse yarônse ikīntu gishǎsha akūyé ku wŭndi. Aríko ivyo ntivyǎbujije kó uwó arí wé wëse abūngábūnga ivyó yarǎsānzwe azí máze bigakomera hîyongēyekó ivyó akūyé ku bǎndi nākare:[52] "Ukubûngabûnga akarānga ni igikorwá cā zína mūntu wëse, kǎndi ukwo kukábûngabûnga ntibigiríra akamaro umūntu umwé gusa, ahŭbwo isí yöse mugihe bibá vyâkûnze kakagumana akanóvērá kâko"

#### 4.2.1. Inyambaro

Abarŭndi b'Ímbo bámaze gushika Imbo bǎhavūye bîsūnga Ababo mū nyambaro. Ni ukuvúga kó Abarŭndi b'Ímbo bǎhevye ukūntu bāhorá bâmbara máze bisūnga Ababo. Dúfatiye ku bagoré bǎrāmbara amadiyorěni cânké bagaheka abâna mū nsâto z'íbikôkó. Aríko ubu bǎrabihévye, abagoré bahēka abâna mū ngovyi zivūyé mu mpŭzu z'íkizŭngu kǎndi bakāmbara ibitěnge. Amadiyorěni ubu bǎrayahévye.

#### 4.2.2. Guhâna Imbúto

Ababo n'Ábarŭndi b'Ímbo bǎrashóboye guhâna imbúto zimwêzimwé nâhó mu gihe cā nôné zimwêzimwé zitakirimwa. Abarŭndi b'Ímbo bágeze Imbo bǎsānze hárimwa cāne imyūmbati, igitōke, ibijūmbu, amateke máze báhageze nabó barabirima, eka gushika kurí iyi sahá böse barabirima. Abarŭndi b'Ímbo bǎje bâzanye imbúto y'ámasaká n'úburó, birarimwa imyâka itarí miké aríko izo mbúto zǎhavūye zîbagirwa. Nk'ûkó twǎbibōnye izo mbúto zǎzimānganye Imbo bívānye n'ûkó batǎzikūnze kǎndi ngo ntizǎhaba cāne. Vyūmvîkane kó n'ábǎzīzanye bǎcīye báreka kuzirima máze bījūkira kurima ibisânzwe bíhaba cāne.

[51] J.M. ABANDA NDENGWE : *De la Néglitude au Négrisme*, éd.CLE YAOUNDE, 197O, p.52
[52] LEVI-STRAUSS, *Anthropologie Structurale*, Plon, 1964 p.68

### 4.2.3. Ubuhǐnga bwó gutégūra ibifǔngurwa nó kubifūngura

Ababo n'Ábarǔndi b'Ímbo bărīgishanije uburyó bwó gufūngura. Ababo kuva kĕra gushuka ubu băm̆ye bákūnda umutsíma w'ímyūmbati. Ubona kó bafisé amēru, bátabukójeje inyama ntibaryōhérwa, ibiharáge ntibabikǔnda eka n'ŭbu babirya ku murāngo nahó nyéne bábuze ukó bagirá. Báramutse báfūnguye indyá ntângangúvu nk'ámateke, imyūmbati, ibijūmbu n'íbǐndi băbirya bíharuye máze bagashiramwó amavúta cânké bagakárānga. Aríko ubu kuva ahó Abarǔndi b'Ímbo babēréye bĕnshi Imbo bărabĭgīshije kuryá izǐndi ndyá nk'úmutsíma w'íbigôri, ibijūmbu cânké amateke bitētsé bídaharúye, imyūmbati itētsé n'íbǐndi vyǐnshi.

Abarǔndi b'Ímbo na bó nyéne bărījukiye gufūngura umutsíma w'ímyūmbati eka n'ínyama ubu na bó nyéne barazíkūnda cāne. Ikǐntu gisá n'ícăhebwe ni ukuryá indyá zitētsé amagănda. Ubu Abarǔndi b'Ímbo barabíharura bagashiramwó ibirūngo bitāndúkānye có kimwé n'Ábabo. Ababo nabó bărīze gufūngura indyá ntângangúvu. Murí maké umubo cânké umurǔndi yaráhînduye ukūntu yafūngúra afátiye ku wǔndi.

### 4.2.4. Gufuba umūntu

Abarǔndi b'Ímbo n'Ábabo băhavūye bŏse báfata intūmbēro imwé ku bijânye n'úgufuba uwapfûye. Bŏse umūntu bămufuba mu kirago, mu ruhafú bagasasayó ivyătsi, ibihǔnda cânké ibihubáhuba. Bămufuba mū ntabá y'úrugó, ikizíga nacó băgiterura n'ámabóko, bagaságasira arí nk'ábagabo batāndátu, máze bagahita bárāmbika mu ruhafú. Aríko ubu ntibagifuba i muhirá babajāna kw'īrīmbi. Kubêra irīmbi ribá ríri kure, ikizíga bagiterura kū ndéruzo. Umugēnzo wó gufuba mu kirago ubu usa n'úwahébwe ubu babafuba mw'īsândúgu.

### 4.2.5. Ibikórēsho vyó kugemura

Kubijânye nó kugemura Ababo n'Ábarǔndi b'Ímbo băm̆ye bágemura mu bikórēsho bimwé eka n'ŭbu vyītwá kó harí amajāmbere ibikórēsho vyó kugemura ni bimwé. Ibikórēsho băkorēsha kĕra vyări ibi bikurikira: umubǐndi, ikárabo, imiteméri, imiganógano (imirumáne), hamwé n'ínkāngara.

NTĀNYUNGÚ[53] ati: "Mu kugemura băshira inzogá mu makárabo abūmbwé mw'Ībǔmba kubêra ntāmakurútu yarí ahári. Băca bábānga akagáta gatôyá, bakagatereka mū nkāngara máze bagatérura ryâ kárabo ryūzúye inzogá bagatereka nêza na nêza murí yâ nkāngara iryo kárabo rikīcara kurí ako kagáta.

[53] NTĀNYUNGÚ, Bubērwa, itáriki 13 /1 0/2017

Amafu na yó băca báyakīkiza ryâ kárabo. Ibĭndi barabitêkera mu mitemére ijīshwé n'ábakŏbwa mu mirará cânké urwămfu. Imiganógano băyijīsha mu migano." Ubu ibikórēsho vyó kugemura vyărahîndutse. Hari amakurútu bashirámwó inzogá y'íkirŭndi amafu na yó bayashira mu bĭndi bikórēsho bihīngûye vyăgenewe kubá vyôyatwâra atângŏrane. Ubu bákubōnye utêkeye cânké ugémuye murí ivyo bikórēsho vyā kêra baragutwēnga cāne. Murí maké ukugemura kw'Ábarŭndi b'Ímbo kwămye gúsa n'ûkw'Ábabo, ibikórēsho vyó kugemura kĕra cânké ubu birasa kurí bŏse.

M.N: Hari ibikórēsha vyó kugemura băkorēsha kĕra bīta "ubusīmbo". N'ŭbu buracâkórēshwa cānecâne mū mănza zibērá mu bisagára. Mu misózi ntātwo bagikorêsha cāne. Ubusīmbo batekeramwó ibigemúrwa biké cāne kubêra nabwó nyéne busānzwé arí butó nâhó burutána ubuníni.

#### 4.2.6. Uguhárika

Abarŭndi b'Ímbo ntibăharika. Aríko kuva ahó bashikíye Imbo băcīye bátāngura guhárika. Ivyo vyătēwe n'ûkó băsānze Ababo báharika baca barabîsûnga. Iyĭndi mvo ni ukó bărōnse amatōngo yó kurima yīmbúka bararōnka imfŭngurwa zikwīyé máze babona kó kugaburira abagoré bĕnshi atarí ingŏrane. Murí maké Ababo bârīgīshije Abarŭndi b'Ímbo umugēnzo wó guhárika, umugēnzo utărūsânzwe ukórwa n'Ábarŭndi b'Ímbo.

#### 4.2.7. Ubuhĭnga bwó kurima

Ababo bări bârarémaye mu mirimá ntibăshiramwó intabíre. Nâhó ubu isí yatîtūtse bôbó ntibabibóna baguma bárima uko nyéne ntibatabíra. Abarŭndi b'Ímbo bôbó bări bámenyēye ivyó gutabira băcīye bátāngura gukórēsha intabíre, Ababo nabó baca barabîgāna. Gushika ubu bŏse barakórēsha intabíre y'íkirŭndi cânké y'íkizŭngu. Murí maké, Abarŭndi b'Ímbo bărīgīshije Ababo gukórēsha intabíre.

#### 4.2.8. Ubuhĭnga bwó kwûbaka inzu

Abarŭndi b'Ímbo n'Ábabo kĕra bŏse băba mū nzu z'íngōndano cânké z'ímishôngé nk'ûko twābibŏnye túrikó turabagereranya dúfatiye ku gutûngānya ahó babá. Ubu bŏse izo nzu bărazihévye baba mū mazu ya kijāmbere yūbátswe mu matáfāri mabísi cânké aturíye, amabuye, zisakâje amabāti cânké amategura, zisīzé isima cânké ishwagara (umwūra). Abĭshoboye barûbaka urugó rukīkûje inzu, bakarwūbaka mu matáfāri aturíye cânké mu mabuye. Murí maké Ababo n'Abarŭndi b'Ímbo bămye bátūngānya kumwé ahó babá kuva kĕra n'ŭbu.

### 4.2.9. Ubuhĭnga bwó kuvūra

Ababo bări báfise ubuhĭnga bwó kuvūra có kimwé n'Ábarŭndi b'Ímbo. Ababo bărakórēsha imyōtso mu kuvūra inyŏnko. Ubu bărabihévye baja kwā mugānga. Bărakórēsha kăndi indásāgo umūntu akava amaráso mĕnshi, máze bakavuga ngo amaráso arímwó imigera aramuvūyemwó. Abarŭndi b'Ímbo bôbó băkorēsha imití (ivyătsi) mu kuvūra inyŏnko cânké izĭndi ngwâra. Ivyo vyătsi vyări : umuréza, ikinyamatovu, umukēnkekēnke, urutēza, ikimurimuri, umufu, urucăca, ikizîngagoré, umuzó, urufûnzo, umuzīnduka, inzega, n'íbĭndi. Abarŭndi b'Ímbo báshitse Imbo bărabĭgīshije gukórēsha ivyo vyătsi máze na bó baca batāngura kubíkorēsha. Abarŭndi b'Ímbo bôbó ntibĭgeze bákorēsha imyōtso cânké indásāgo. Murí maké Abarŭndi b'Ímbo bărīgīshije Ababo gukórēsha ivyătsi bivūrá ingwâra zitāndúkānye. Ivyo vyătsi n'ŭbu birakórēshwa nk'ímití y'íkirŭndi, abatáyikórēsheje baja kwā mugānga.

### 4.2.10. Ukwĭta amazína

Abarŭndi b'Ímbo bări báfise amazína bīsângije. Ivyo vyăvāna n'úkūntu harímwó abăje báva mu bihúgu duhāná urubíbé nk'Úrwānda na Repubilika iharánira intwâro rúsăngi ya Kŏngo. Abo bámaze gushika Imbo, Ababo nabó nyéne băcīye bátāngura kwîta abâna bâbo ayo mazína. Nk'ûko twābibŏnye harimwó amazína y'íkinyarwānda: Inanyāmbo, Inangagi, Inányăti, Sêbinyĕnzi, Sêmwīzá, Mukâkigeri, Mukândóri, Mukâmusóni n'áyăndi. Hari n'ámazína y'ígiswâhili yazánywe n'ábazayirwa: Lafiki, Mwajuma, Mawazo, Sadiki, Halimasi, Fayida, Juma, Riziki n'áyăndi. Abarŭndi b'Ímbo na bó nyéne bărīse abâna bâbo amazína y'Ábabo cāne cāne ayo mazína arora kū ntāmbara: Nkazamyāmpi, Rugămba, Ntanáge, Bushārá, Ndwāno n'áyăndi. Ayăndi nayó yafátira ku bihe cânké ukūntu umūntu yavûtse: Burîkūkiye, Ntāhomvūkíye, Nzōkirantévye, Ngōwenúbusa n'áyăndi. Murí maké Ababo n'Ábarŭndi b'Ímbo bărahânahānye amazína. Ababo bărīse abâna bâbo amazína y'Ábarŭndi b'Ímbo, Abarŭndi b'Ímbo na bó nyéne bărīse abâna bâbo amazína y'Ábabo.

### 4.2.11. Kujāna umugeni

Ababo n'Ábarŭndi b'Ímbo ukūntu băjāna umugeni kĕra ubu ntâtândukānirizo rihari vyūmvîkane kó atawĭgīshije uwŭndi bŏse bări básānzwe bábikora kumwé. Umugeni bămujāna búhwībiye bakamushikana mu kajoro. Ubu bamujāna ku mutâga.

### 4.3. Imigēnzo batăhānye

N'âhó Ababo n'Ábarŭndi b'Ímbo băgerageje kwūnga ubumwé nó guhâna ubucutí muguhâna abageni n'ímigēnzo, hari imwîmwé batăshoboye guhâna. Ni ukuvúga kó bamwêbamwé böse bafisé ivyó bĭsigarije. Ivyó bamwé n'ábăndi bĭsigarije bijānyé n'îmvúgo ahó amajāmbo amwâmwé avugwa ugutândukānye. Ivyo twăbitōye twîsūnze icĭgwa twĭze c'îndōndamūntu ahó twăbōnye kó ushobóra kumenya ahó umūntu aturúka bívānye n'îmvúgo yîwé. Ivyo kăndi twăbifashijwe n'íbicé vy'ícĭgwa c'îndími cītahó amajāmbo n'însígūro yâyo: ukūntu avugwá n'îngéne akorêshwa. Hari kăndi igitândukānya Ababo n'Ábarŭndi b'Ímbo dúfatiye kūnsígūro y'ámajāmbo amwâmwé nk'ûkó tujá kubíbona hēpfó gató.

#### 4.3.1. Abarŭndi b'Ímbo

Abarŭndi b'Ímbo barafíse amajāmbo bītá ibīntu bimwêbimwé atāndúkānye n'ây'Ábabo. Aho dufatira ku mazína bītá ibīntu bimwêbimwé. Inkóno yó gutêka băyīta inagá, ikizinú băcīta igihefu cânké igifūfu. Iyó bashāka kuvúga kó bagīyé kuramutsa cânké gutêmbērera umūntu bavuga ngo bagīye kumúbaramira. Impené băvuga kó arí intŭngwa, inkōko bayīta ikivŭmvu. Ku bijânye n'îmvúgo Abarŭndi b'Ímbo barashíra akâtuzo kīrása bwāmpi kū ndadi yānyuma. Tuvyūmvira mū mvúgo y'ámajāmbo amwâmwé: umugóre, inkúmi, inúma n'áyăndi.

Indóbeko -zo- yērékana umwănya wa kázōzá bayisuburiza n'îndóbeko -ro-

Akarorero: Turōguha inkurú nîyó waduhá inzogá.

Murí maké Abarŭndi b'Ímbo băragúmanije imvúgo yâbo kíretse abâna bâbo băvūkiye Imbo ubu usānga bákorēsha imvúgo y'Ábabo.

#### 4.3.2. Ababo

Ababo na bó nyéne băragúmanije imvúgo yâbo ahó akâtuzo kīrása bwāmpi bagashirá kw'ījwí ry'ágasôzo ku majāmbo amwâmwé.

Akarorero: inkumí, umugoré, inumán'áyăndi. Ababo barakórēsha cāne amajāmbo batīyé mu zĭndi ndími bakayakorēsha mu Kirŭndi.

Akarorero: isáfāri báshāka kuvúga urugēndo, injiwá báshāka kuvúga inumá n'áyăndi. Ayo majāmbo turabóna nêzá kó arí amajāmbo y'ígiswâhilí akorêshejwe nk'ámajāmbo y'íkirŭndi. Murí maké Ababo n'Ábarŭndi b'Ímbo imigēnzo batăshoboye guhâna ni imvúgo. Umubo n'Úmurŭndi umwé wêse aríko aravúga urashóba kumumenya dúfatiye kurí ubwo burorero duhejéje gutânga hējuru.

**Ikigára**

| | Ababo | Abarŭndi b'Ímbo |
|---|---|---|
| Ukūntu amajāmbo avugwá (ahó bashirá akâtuzo) | - Inkumí<br>- Umugoré<br>- inumá | - inkúmi<br>- umugóre<br>- inúma |
| Insíguro y'ámajāmbo amwâmwé | - inkóno<br>- ikizinú<br>- gutêmbērera(kuramutsa)<br>- ihené<br>- isáfāri<br>- injiwá | - inagá<br>- igihefu, igifūfu<br>- kubaramira<br>- intūngwa<br>- urugēndo<br>- inúma |
| Ukūntu amajāmbo yūbátse | - indóbeko yērékana umwănya wa kázōzá ni-zo-akarorero: Tuzōguha inkurú udúhāye inzogá | - indóbeko yērékana umwănya wa kázōzá ni -ro-akarorero: Turōguha inkurú udúhāye inzogá |

**4.4. Ugusāngira imicó n'ímigēnzo birūnga ubumwé bw'Ábabo n'Ábarŭndi b'Ímbo**

Twîsūnze ingéne Ababo n'Ábarŭndi b'Ímbo babānye ubu ku musózi wa MYÂVE, turabóna kó arí bamwé, biragōye gutândukānya Umubo n'Úmurŭndi w'Ímbo. Ivyo bitērwa n'ûkó băshoboye guhânahāna imicó n'ímigēnzo, umwé wēse yaráshoboye kugira icó akūyé ku wŭndi kubijânye n'úguhânahāna abageni. Ubutăndukāne mū nyambaro burahava, barahânahāna imbúto n'úbuhĭnga bwó kuzirima. Ivyo bīmbúye na vyó băr̄īgīshanije kubítegūra eka nó kubifūngura.

Kwĭtahó uwĭtavye Imâna ntibăbisize inyuma. Bărahânahānye ubuhĭnga n'íbikórēsho vyó kugemura. Umugēnzo wó guhárika wakórwa n'Ababo, n'Ábarŭndi b'Ímbo waráhavûye urabînjiramwó. Bărahânahānye ubuhĭnga bwó kwūbaka inzu hamwé n'úbuhĭnga bwó kuvūra. Amazína y'ăba cânké bárĭya arêrekana ikomezwa ry'úbucutí hagatí y'Ábabo n'Ábarŭndi

b'Ímbo. Uburyó bwó kujāna abageni burêrekana nabwó nyéne ubumwé bw'Ábabo n'Ábarŭndi b'Ímbo.

Hari umigēnzo Ababo n'Ábarŭndi b'Ímbo batăshoboye guhâna. Uwo mugēnzo na wó si uwŭndi ni imvúgo gusa. Kubêra Umubo aríko aravúga urashóbora kumútāndukānya n'Úmurŭndi w'Ímbo. Aríko icó nticăbujije kó būngá ubumwé na cānecâne kó dusānzwé tûzikó umūntu avugá uku cânké kurĭya bívānye nâhó yakúriye. Ivyo na vyó bijānye níhīndagurika ry'îmvúgo bívānye n'ákarêré, abó mwēgéranye cânké abó mugēndéranira.

## UGUSÔZĒRA

Nk'ûkó twābibŏnye, iki gikorwá cērekeye: "UKWĬMUKA KW'ÁBĀNTU N'ÚGUHĪNDUKA KW'ÍMICO N'ÍMIGĒNZO MŪ NTÂRÁ KĀMÁ Y'ÍMBO YA RÚGURU : Itōhōza ryabēreye ku musózi wa MYÂVE, wa komine BUKÍNANYÁNA, mū ntârá ya CÍBITŌKE"

Iki gikorwá kikaba kígizwe n'íbigabáne bine. Mu kigabáne cā mbere twăgerageje kudôndōra akarêré k'itōhōza arí wó mutŭmba wa Myâve, turêrekana ahó uherêreye dúfatiye kū ntârá kāmá y'Imbo ya rugúru yöse murí rusăngi. Mu kigabáne cā kábiri twărīze kăndi abāntu babá kurí uyo mutŭmba wa Myâve, abó arí bó, iyó băje báva, imiryāngo n'âmôko yâbo.

Mu kigabáne cā gátatu twăgereranije Ababo n'Abarŭndi b'Imbo, ibibáhūza n'íbibátāndukānya dúfatiye ku micó n'ímigēnzo yâbo.

Mu kigabáne cā káne twărērekanye ukūntu Ababo n'Abarŭndi b'Imbo băshoboye kwūnga ubumwé n'úguhâna ubucutí, barashóbora kubá umwé nâhó mū ntângo harí vyĭnshi vyăbatāndukānya. Twărīze kăndi imicó n'ímigēnzo batăshoboye guhâna, iyo na yó ikaba isá n'íyibátāndukanya nâhó ubwo butăndukāne atā ngáruka mbí bufisé mu mubâno w'ĭyo migwi ibiri.

Twărīze kăndi imigēnzo Ababo n'Ábarŭndi b'Ímbo batăhānye. Ivyo vyöse túmaze kuvyîga, twărashóboye kubóna kó ukwo guhânahāna imicó n'ímigēnzo vyŭnze ubumwé n'úbucutí bw'Ábabo n'Ábarŭndi b'Ímbo.

Ivyătōhōjwe murí iki gikorwá vyērekeye ukumenya abāntu n'úkūntu babāyehó. Dúfatiye kurí ivyo, twībaza kó iki gikorwá tubashikírije kizôtêrērera umugānda utarí mutó kubasânzwe bákora ivyĭgwa vyó kumenya abāntu mugihe babá bîpfūza kumenya akăhise kâbo, amatêká hamwé n'ímicó n'ímigēnzo yâbo. Mu Burŭndi abāntu băgīye barîmuka, uburêré bwĭnshi bubámwó abāntu batăhavūkiye cânké bakāza bîyongēra kubăhabāye kuva kĕra. Iki cĭgwa rēró kizōfasha abo böse bazôbá bîfūza kumenya akarêré rūnākā, abāntu bahabá, iyó bājé báva, imicó n'ímigēnzo bibarănga, máze ivyo bifasha kumenya cāne göse Uburŭndi n'Ábarŭndi murí rusăngi.

Kizōfasha kăndi abasomyi cānecâne Ababo kumenya amatêká y'ăko karêré n'ây'ímiryāngo igatūyemwó. Murí iki gihe, ugwāruka hamwé n'ábavyêyi barîrukira imicó n'ímigēnzo mvâmahănga. Ivyo bivāna n'ûkó batāzí bēnshi iyó băvūye, iyó bajá, amatêká n'akăhise kâbo, n'îvy'abāsôkúru n'abāsŏkuruza bâbo.Turîzēra kó iki gikorwá kizôfasha Abarŭndi murí

rusăngikumenya icó barí, gukûnda igihúgu câbo, kwījūkira imicó n'ímigēnzo vyămye bírānga abāsôkúru n'ábāsógokuruza bâcu máze ukwĭrukira imicó mvâmahănga tubisézerere. Iki gikorwá câcu twăgikoranye ubwīra n'ûbwîtōnzi ntāngeré. Kurí ivyo, turêmeza kó căgēnze nêzá cāne kukó ibibázo vyöse twĭsūnze mugukóra amatōhōza vyăshoboye kurōnkerwa inyishú.

Kubêra kó ikigikorwá kitērékana vyöse, dusaba kó abăndi batōhōji bōjá murí ako karêré bōtōhôza umuryāngo umwûmwé ku buryó bwĭhárije, bōtōhôza akamaro k'ímico n'ímigēnzo mvyāmakūngu birí mu karêré köse k'ítōhōza ndetsé mū ntârá kāmá y'Ímbo ya rugúru. Bōtōhōza kăndi amazína y'ímihîngo yöse máze akarêré köse kamenyêkane ku buryó bwĭhárije.

## IBITABU VYĂDUFASHIJE MU GUTÛNGĀNYA IKI GIKORWÁ


### 1. Kazĩndũzi n'íbitabu vy'índĩmbũro

- RODEGEM, F.M., *Dictionnaire Rundi-Français*, Tervuren, Bruxelle, 1970, 643p
- RODEGEM, F.M., et alii, *Inyízamvúgo y'ìkirŭndi*. Essai de Dictionnaire Explicatif Rundi, Bujumbura, 1962, 1964 p
- NTAHOKAJA, J.B., *Indĩmbũro y'ìkirŭndi*, Bujumbura, 1976

### 2. Ibitabu vy'úbumenyi rúsăngi

- LEVI-STRAUSS, *Anthropologie structurale*, Plon, 1958, 447p
- RETEL-LAURENTIN, HORVATH, A., *Les noms de naissance. Indicateurs de la situation familiale et soiciale en Afrique noire,* Paris, SELAF, 1972, 162p

### 3. Ibitabu vyērékeye uburŭndi n'íbihúgu vyó mu karêré k'íbiyága binîni

- MWOROHA, E., *Histoire du Burundi: Des origines à la fin du XIXeme Siècle*, Paris, Hatier, 1987, 272p
- J.BIDOU, S., NDAYÎRUKIYE, J.P. NDAYÎRUKIYE, P. SIRVEN, *La géographie du Burundi,* Paris, Hatier, Octobre 1991, 288p
- NTAHOKAJÁ, J.B., *Imigēnzo y'ìkirŭndi*, Bujumbura, 1977, 167p

### 4. Ibitabu vy'úmutsîndo

- GAKŨBA Jeanne d'Arc, *Contribution à l'étude hydrologique de l'IMBO-Nord*, UB, FLSH, Géographie, 115p
- KAVĀKURE L., *Famines et Disettes au Burundi*, Mémoire, Bujũmbura, 1982.
- SADIKI .E. *Umuryāngo w'Ábashûbi b'i Gitára kwā Karabóna, Imicó n'ákarănga kâbo*, Bujumbura, Mémoire, UB, FLSH, 2008

## IBĬNDI


### Ibinyámakurú


- Gaétan FELTZ et J.E.BIDOU, « *La Famine Manori au Burundi, Revue d'Histoire* », *Tome LXXXI n°304, 3ème Trimestre*, Septembre 1994.
- TROUWBORSTA., MAKARAKÍZA, A ., « La dialectique des barundi », in Zaïre, Vol. XIII -6, 1959, 645p
- TROUWBORST, A., « *La mobilité de l'individu en fonction de l'organisation politique des Barundi* », in Zaïre, Vol. III -8, 1959, 795p


## INYÓNGERÁ


## I. IBITÍ NDÔNDAMVYÂRO


### A. Ibití ndôndamvyâro vy'Ábabo băhagerēreye ubwāmbere





2. MASĒNGE (±1846) (Abahīnda: Abahutú)
NSŪMĪRA (±1876)
MUYOGORO (±1925)
NTAHORWĂGĪYE (±1921)
RUZŌBAVAKÓ (±1917)
NKORANIYE (±1913)
BUZÎNGO (±1909)
NDYĬRYI (±1906)
NĪJÍMBERE (1941)
NGWĀRI (1938)
BUKENÉ(1936)
BARÊMERWA(1939)
NŪBAHIRAMAGARA(1942)
BURACÂZA(1945)
BAREKUMURYĀNGO(1943)
BĀNKIZA(1951)
RUBĒRINTWÂRI(1966)
BICACARI(1935)
NĀNKABŬNGUKA(1943)
NDIRITÍRO(1933)
NIYÓMVÚGO(1936)
NTAHOMVŪKÍYE(1936)
RIRIKUMUTÍMA(1940)
BASHĀKA(1962)
NTĀMWÎKOMO(1965)
NSABÚMUREMYI(1973)
ITĀNGISHÂKA (1978)
NIYŌNGÉRE(1950)
NTĀHONDERÉYE(1956)
NIYONKURU(1982)
MUKĒSHIMÂNA(1987)
MUKAMÁ(1990)
HARERIMÂNA(1975)
NSABIMÂNA(1985)
NIYIBĬZI(1988)
MASABARAKÍZA (1956)
NDAYISHĪMIYE (1960)
NDABITEZIMÂNA(1979)
KWĬZĒRA(1984)
NDORICÎMPÁ(2010)
NGABÍRE(2007)



3. RUZÍGO (±1864) (Abahĩnda: Abahutú)
MUHÍNI (±1894)
RWĂJEKĔRA (±1924)
RUNSHITSEKÓ (±1933)
BANGĔNDANE (1936)
MUNKOKÓ (±1940)
NĔRETSE(1950)
BUCÚMI(1954)
NGŌWENÚBUSA(1950)
NGIRÍRINTŎRE(1958)
NSIGAYENDŨMWÉ(1956)
NDIKŨMÂNA(1952)



4. TURABÂNYE (±1851) (Abahĩnda: Abahutú)
KAGOMA (±1881)
MBONÉRANE (±1885)
MVŪTSEBÂNKA (±1912)
NTIRUVÁHĬRYA (±1907)
BĀNTĀNZEKĔRA (±1911)
NYABĔNDA (±1915)
ZĒYIMÂNA (1938)
NZĪMBUYE(1954)
NGĒNZÉMAKÉ(1944)
NKURIKIYE(1950)
KAVÂMAHÂNGA(1941)
PFUMUKÊKO(1936)
MPĀWENÎMÂNA(1943)
NTĀNGIRIJE (1941)
BIRIKUMUTÍMA(1946)
KADÎHĬRI(1949)
ZIMÂNA(1952)
NYĀMBERE(1950)
BUCUMÍ(1954)
BUKURÚ(1960)
BUTŌYÍ(1960)
RUKÛNDO(1964)


5. RUBĒRWA (±1868) (Abahīnda , Abahutu)
BARĀNZIZE (±1898)
RUTUKANA (±1880)
KARABÁNEZE (±1928)
NDIHIYE (±1932)
KARÍKURÛBU(1943)
BIZIMĀNA(1951)
NGAYIRIBÍ(1945)
BIGIRIMÂNA(1948)
CŪBWÁ(1941)
NTĀNYUNGÚ (1946)
BACĀNAMWÓ (1950)
NTĀFÁTO (1958)
NIYÍBĪZI(1952)
KAYĒNZI(1986)
NDAYÎZÊYE(1982)
AKÎMÂNA(1995)
RUKÛNDO(1999)
BARAKÂMFÍTIYE(1978 )
NTIBANYINYÚKA(±1932)
NCĪMBIRI(±1928)
NTĀBĀNGANA (1936)
NTÂKAMARO (1941)
BUCÚMI (1939)
NDAGIJIMÂNA (1944)
NDŪWÎMÂNA (1942)
RWĀBUZISÓNI (1938)
NDARUTŪNĒKEYE (1940)
UWÎMÂNA(1945)


**B.Ibití ndondamvyâro vy'Ábabo băvūye ahăndi**






2. NCAMIRA (±1864) (Abahīza: Abahutú)
RUGAMURA (±1894)
BARĀNZIRA (±1918)
BAGAMŪNDA (±1924)
BARÎTĒRANYA (±1924)
BARWĀNIJE(1946)
SĒMBWÁ(1948)
HABUWUTÛNZE(1940)
MARÉBERO(1950)
NKORIKŎRO(1944)
MISÍGARO(1950)
BĪHOYUBUSÁ(1954)
VYANKAMVÚGA(1952)
NYĀMBWÁ(1956)
NZĒYIMÂNA(1976)
BIGIRIMÂNA(1979)
ABÁTĒRANYA(1947)
WURÂMVYARABÓNA(1950)
NKIRANIYEKO(1952)
BUYOYÁ(1954)
NGEZAKURE(1957)


3. MUDORÓRO (±1776) (Abahīnda: Abahutú)
RUKÍMA (±1806)
MUSUKIRWA (±1836)
NTAKEBÚKA (±1866)
CĂRIRE (±1896)
KĔNESÉ (1923)
BATAMIJE (1929)
NYABĔNDA (1926)
MUKÓZI(1943)
MASABARAKÍZA(1956)
NTĀHOMVŪKÍYE(1946)
KWĬZĒRIMÂNA (1976)
BĂNTĀNZEHOSE(1945)
HASABUMUTÍMA(1947)
MPĀWENÎMÂNA(1950)
ĒNGIYŬMVA (1973)
NĪJÍMBERE(1969)
MUKĒSHIMÂNA(1977)
BIRIKŪNZIRA(1974)
ZŌYISABA(1999)
DUSĒNGIMÂNA(1994)
RUKÛNDO(1990)
BIZIMŬNGU(1947)
NZĪSABIRA(1956)
NSABIMÂNA(1950)
DUSABÍMÂNA(1989)
NSHĬMIRIMÂNA(1986)
NTUNZWENÎMÂNA(1992)
IDAYÎZÊYE(1987)
NTIRÂMPÉBA(1984)
NDAYIRAGIJE(1981)
NIYĀKÎRE(1980)
NTEZIMÂNA(1983)


**C.Ibití vy'Ábarǔndi b'Ímbo bǎhagerēreye ubwāmbere (1966 – 1975)**




BAKŌSHA(±1847) (Abasǐnga, Abahutu)
RUKĒNKE (±1877)
MUHETO (±1850)
MURÁSHI (±1875)
MUGÉMANDÂSE (±1877)
RUHINYĀNYURA (±1879)
RWUNGĀNIRA (1906)
GASHĒNGO (1909)
RUTAHANÁ(1910)
RUHŪMURIZA(1907)
RWĀTANGABO(1905)
RUSHINABIRWI(1903)
SÊMWĪZÁ(1937)


3. RUDÁKEBWA (± 1838) (Abazigâba: Abahutú)
FŪMBĒRI (± 1868)
NTIBIRORERA (±1898)
BARANINIRIZA (±1990)
MUHOZÁKÓ (1929)
RWĀNKŪNZE(1928)
NDABÂNITSE (1932)
NTĀHOMVŪKÍYE (1936)
NIKÓBĂHOZE (1957)
MÂNIRAGARURA(1966)
ZÍCONZIRÁ(1950)
NTÂMAGĪRO(1951)
NTAHOMBĀYÉ(1944)
IRIMÂNA(1974)
NDICÂRIHÓ(1973)
IRAKÓZE(1974)
MUKIZWÁ(1977)
NIYÓNSABÁ(1986)
NDAYÎZÊYE (1988)
AKÎMÂNA(1977)
NTĀKIRUTIMÂNA(1981)
BITÁRIHÓ(1979)
IHĒZÁGIRE(1999)
BIKORIMÂNA(1996)

**D.IBITÍ VY'ÁBARŬNDI B'ÍMBO BĬMUTSE INYUMA (1979 – 2007)**



## IBIBÁZO VY'ÍTŌHŌZA

### A. Ukwĭdōndōra

1. Mbĕga wewé wītwa ndé? Mwĕne ndé? Wă nde?
2. Ufise imyâka ingâhé?
3. Nōné ahó wavûkiye ni hêhé?
4. Ahó ubá ni mu gacīmbiri kītwá ngw'ikí?

### B.Ibibázo bwīté

### B.1 Izína n'îcîvugo c'úmuryāngo

1. Umuryāngo wāwe ni umukí? Muri abakí ?

2. Umuryāngo wânyu urafise icîvugo ? Ni ikîhé ?

3. Mbĕga ico cîvugo cōba câvūye kukí ?

### B.2. Ibimazi n'ímiziro

1. Mbĕga umuryāngo wânyu urafise imiziro? Ni iyîhé?

2. Hari uwayírēnzekó hakagira icó abá? Yabâye ikí?

3. Umuryāngo wânyu wōba ufíse ibimazi? Ni ibîhé?

4. Mubikorēsha gúte?

### B.3. Amâmūko y'úmuryāngo

1. Sogókuruza wânyu yagérēreye aha ubwā mbere yarí ndé?

2. Yajé avá hé? Ryârí?

- Ku mutŭmba uwûhé?

- Ikómĭne iyîhé?

- Intârá iyîhé?

3. Wōmenya ahăndi umuryāngo wânyu tuwusănga?

4. Ni igikí cătumye bā sôkúru bânyu bîmukira aha?

**B.4. Ingéne bărōnse itōngo Imbo**

1.- Yarônse itōngo gúte? Yaríhāwe nănde?

- Yahâwe itōngo ry'úbugerêrwa? Vyăgēnze gúte?

- Yaríhāwe n'úmuheto? Vyăgēnze gúte?

**B.5. Iyĭndi miryāngo babāná**

1. Iyĭndi miryāngo mwăsānze aha ní iyĭhe ?

2. Wōmenya amazína y'ábăbākīriye ?

3. Wewé uri umubo cânké umurŭndi w'Ímbo ?

4. Ababo n'Ábarŭndi b'Ímbo batāniye hé?

**C.Ibibázo bifashá gutândukānya Ababon'Ábarŭndi b'Ímbo**

**C.1. Uburimyi n'ûbwôrōzi**

1. Mbĕga Imbo murima ikí? Birimwa gúte?

2. Imbo mwōrōra ikí? Ibitŭngwa ibîhé? Vyōrōrwa gúte?

3. Iyĭndi myūga ibatŭnze ni iyîhé?

4. Ivyó mwīmbúye mubitegūra gúte?

5. Ukó mwărima kĕra n'ŭbu ni kó murimá?

6. Ivyó mwŏrōra kĕra n'ŭbu ni vyó mwōrôra ?

**C.2. Imiryāngo bahāna abageni**

1. Imiryāngo muhāná abageni ni iyĭhe ?

C.3. Ibibănza

1. Ibibănza mwūbáha ni ibĭhe ?

**C.4. Inyambaro**

1. Kĕra mwămbara ikí? Gúte ?

2. Ahó impŭzu z'Ábazŭngu zīzíye, mwămbara ikí ? Gúte ?

3. Ubu hôhó mwāmbara ikí? Gúte?

**C.5. Kwŭbaka inzu**

1. Kĕra inzu mwăbamwó băzīta ngw'ikí?

2. Mwăzūbaka gúte? Mukazūbakīsha ikí?

3. Ubu hôhó muzūbaka gúte? Mukazūbakīsha ikí?

**C.6. Kumara imănza**

1. Mbĕga amahása băyasohora gúte?

2. Uwĭbarutse umwé wêwé bămusohora gúte?

3. Mbĕga umugeni bămukwa ikí?

4. Ku mŭsi wó kumujāna, bămujāna gúte? Yagênda yâmbaye ikí?

5. Mbĕga abageni băbasohora gúte? Ubu hôhó?

6. Băbashirira inkóno kuzîko hôhó gúte? Ubu hôhó?

7. Abageni bagĕra uruhīmbi gúte? Ubu hó?

8. Umūntu apfūye, bămufuba gúte? Ubu hó?

9. Băca ku mâzi gúte? Ubu hôhó?


10. Bămumarira gúte? Ubu hôhó?

# Ikaráta y'Întâra n'Ámakomĭne y'Úburŭndi




**Ikaráta yērekana ukūntu NTARE Rugamba yăguye Uburŭndi mu 1850 :**

**Ivûka ry'Ímbo, Ubuvugarimwe, Ubuyogoma, Ubwêru n' Úbugúfi**



MYAVE: Imiryāngo iharí




□: Abahīnda, Abazígāba, Abahânza

▽: Abazígāba, Abaguba, Abahīza, Abahīnda

△: Abazibira, Abahīnda, Abagarānzura

✧: Abasīnga, Abaragú, Abavumú, Abagarānzura, Abahīnda

**Ikaráta yērekana inzûzi zirímurí Imbo yaruguru**

